# *The Bible's Missionary Message*

# *Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya*

**Igice ca II B Isezerano Risha**

*Steef van 't Slot, PhD*

**Uwafashe amafoto yo ku rupapuro rw'inyuma**

Murumuna wanje ***Frans van 't Slot***

*Cahinduwe mu Kirundi kivuye mu*
*Congereza na*
*Pasta Japhet Nkurunziza*
*E-mail: jphtnkurunziza@gmail.com*
*Tel: +25768648215*

# Ibirimwo


**Kwemeza 'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya'** v

**Gushimira** vii

**Ijambo ry'Intango ry'Umwanditsi** viii

**Intangamarara** ix

**Uburyo bwo Gukoresha Iki Gitabu** x

**Igice ca I Imyihwezo y'Ijanabutumwa: Ibindi Vyete** 1

1. *Yakobo* 2
2. *Petero wa Mbere* 7
3. *Petero wa Kabiri* 11
4. *Kwibutisha Ukugaruka kw'Umwami* 14
5. *Abaheburayo* 18
6. *Yuda* 24
7. *Yohana wa Mbere* 27
8. *Yohana wa Kabiri & Gatatu* 31
9. *Ivyahishuriwe Yohana* 35

**Igice ca II Ivyigwa Ndoramana vy'Imibabaro** 40

1. *Ikiguzi co Guhindura Abantu Kuba Abigishwa* 41
2. *Ikiguzi co Kuba Intumwa* 45
3. *Ugufungwa* 49
4. *Ugufungwa kwa Petero & Pawulo* 52
5. *Imibabaro ya Pawulo yo Kuba Intumwa* 56

**Igice ca III Uguhangana kw'Ubushobozi nk'Uburyo bw'Ijanabutumwa -2-** 60

1. *Ivyakozwe n'intumwa* 61
2. *Ivyahishuriwe Yohana* 65

**Igice ca IV Ijanabutumwa & Igihe c'Iherezo -2-** 69

1. *Luka* 70
2. *Ivyakozwe n'intumwa* 73
3. *1 Ab'i Korinto* 75
4. *Ab'i Tesalonike* 78
5. *Ivyahishuriwe Yohana* 83
6. *Ishengero riri he mu vyahishuriwe Yohana?* 87

**Igice ca V Gutanga Icubahiro** 91

*Ivyigwa Nyamukuru Cumi na Bibiri vy'Abajanabutumwa mu Vyahishuriwe Yohana Vyakozwe* 92

**Ivyongeweko** 96

1. *Abagore mu Gikorwa (c'Ijanabutumwa)* 97
2. *Ingabire zo gucungurwa z'Ishengero mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere* 101

**Ibindi Bitabu vya Steef van 't Slot** 105

**Ibitabu Vyakoreshejwe** 106

**Guhamagarira Ijanabutumwa** 108

# Kwemeza
# 'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya'

Haheze imyaka cumi umugenzi wanje w'Umubiligi avuze ati, 'Ubwirizwa guhura n'umugenzi wanje wo mubu Holande. 'Yaranditse kandi yigisha bimwe mu bintu vyiza nabonye ku mushinge wa Bibiliya mw'ijanabutumwa'. Haheze igihe gito, naciye menyana na Muganga Steef kandi twaciye tugira ubucuti bufatiye ku ntumbero twari dusangiye yo kwigisha abajanabutumwa kw'isi yose. Kuva ico gihe naciye ngira amahirwe yo kwigisha ndi kumwe na Steef muri Afrika.

Igikorwa yakoze muri ibi bitabu bishasha bisubiwemwo ni ntagereranywa. Turemeza ko ari ngombwa ko abantu bakora ibikorwa ndenga mico baba batahura neza uko Imana ibona ijanabutumwa nk'uko biboneka mu Vyanditswe Vyera. Ibi ni vyo biri muri ibi bitabu. Steef yari yararondeye ivyanditswe agace ku kandi n'umurongo ku wundi. Ni ibikoresho bitunze cane ku munyeshure agitanguye hamwe n'inzobere mu vyo amashure yigisha kandi yandika ku rwego rwo hejuru.

Ndashima cane kubw'iki gikorwa ciza cane. Ndizera ko bizoba ibikoresho bizokoreshwa cane kandi ngirakamaro mu myaka iri imbere. Nimba rero uri mushasha mu vyigwa vy'ijanabutumwa, ukaba wifuza gutahura umutima w'Imana kw'isi canke umenyereye rwose kandi urondera ibintu bishasha mu gusesangura neza no kuvura ivyanditswe vyose, ibi ni itegeko kuri wewe. Ntegekanya ko uzokwisanga wahagaze buri kanya buri kanya kubwo gusenga gusa, ushimira Imana kubw'urukundo rwayo ruhebuje ikunda amoko yose.

Uru rukundo rwatumye Data agira ukwitanga kurenze – kwemerera Umwana wiwe bwite gupfa – mu gutanga inzira kugira ngo umuntu wese muri twebwe ashobore kubabarirwa no kwakirwa mu muryango wiwe. Reka izi mpapuro zigutere intege zo kuba uwamamaza iyi 'nkuru nziza' kuri abo batarayumva, aho bashobora kuba bari hose kuri uyu mubumbe.

Paul Strand, Umwigisha Mukuru akaba n'Umujenama mu Nyigisho.
Ibikorwa Mpuzamakungu vya Betaniya.
Bloomington, Minnesota muri Amerika.

## Kwemeza
## 'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya'

*Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya, Igice ca IIB – Isezerano Risha*, ni isubirwamwo ry'igitabu ca mbere ca Steef van 't Slot citwa *The Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi)*. Ijambo 'isubirwamwo' ryerekana vyinshi ku vyerekeye umwanditsi. Nubwo biri uko, canke bitewe n'uburambe bwiwe mw'ijanabutumwa bumaze imyaka mirongo, abandanya kurondera inzira nziza zo gushimangira agaciro k'ijanabutumwa ryo muri Bibiliya yose. Ivyo yabikoze kuva mu ntango ko urufatiro rw'ijanabutumwa ruri muri Bibiliya. Ariko, ukurikije iyi ngingo, icifuzo kiboneka c'umwanditsi ni ukwagura ubutunzi bw'ubutumwa bwa Bibiliya kw'ijanabutumwa. Ivyo abikora arondera ibindi bimenyetso vyerekana ijanabutumwa muri Bibiliya no kurondera uburyo bwo kwigisha cane ku vyerekeye ibi bimenyetso. Naho umwanditsi afise urupapuro rw'umutsindo rw'Ubuganga (PhD) ubwiwe, aragerageza kuvuga ku rwego rw'umugwi yifuza: Abakristo bashaka kuba abajanabutumwa, ariko kenshi bakabura inyigisho nyazo. Uburambe bwiwe mu gukorana n'uyu mugwi yifuza bimutera intege zo kubandanya arondera ibiwerekeye.

Ibivuzwe aho haruguru bituma iki gitabu, ca gatatu kandi ca nyuma mu rukurikirane, kiba igitabu c'agaciro co kwiga Bibiliya nk'igitabu njanabutumwa', haba mu mvugo canke mu bikorwa. Kandi si ku mugwi wavuzwe gusa, ariko kandi n'abo bose bahawe amahirwe yo kwiga neza kandi bakaba bashaka kwiga ibijanye no kuganira n'Abakristo mu muco wo mu mvugo.

Ndabahamagarira iki gitabu ndabikuye ku mutima nk'igitabu co kwiga ibijanye n'ijanabutumwa kandi nk'indemeshanyo kuri abo bamenye ko bahamagawe n'Imana mu bikorwa vy'ijanabutumwa.

Kees van der Wilden
Umurongozi Mwunganizi
WEA Mission Commission

# Gushimira

Ndashimira cane umugenzi wanje Anton Kemp, imyaka myinshi ari umurongozi w'umugwi wacu wadushigikira wo mubu Holande (ari wo wahavuye ukura uba urufatiro 'Guhamagarira Ijanabutumwa') mu myaka tumaze muri Afrika. Yagumye asoma ibiri muri ibi bitabu vyose uko ari bitatu mubu Holande, kandi yaratanze ivyiyumviro vyinshi vy'ingirakamaro ku vyerekeye ugutahura igisomwa hamwe n'inyandiko zo musi. Cari kandi iciyumviro ciwe gusohora ibitabu bitatu mu gishingo ca bibiri.

Ndashimiye kandi umugenzi wanje Kees van der Wilden, we, hambavu yo kwandika igice mu vyo kwemeza, yaranatanze impanuro ngirakamaro z'uburyo bwo gutegura neza izi nyandiko z'iminwe kuba igitabu.

# Ijambo ry'Intango ry'Umwanditsi

Vyinshi mu biri muri iki gitabu vyasohowe ubwa mbere (n'Ishure Yisumbuye y'Ivyigwa Ndoramana y'Iheburoni, Rynfield, Afrika y'Epfo, 2005) nk'igitabu kimwe, citwa *Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi)*. Iki gitabu cari kinini cane, kizimvye cane gusohora kandi kinaremeye gutwara gifise impapuro 281 mu mpapuro za A-4.

Kubw'ivyo naragisubiyemwo mu duce 78 tugufi, gica gisohoka hagati ya Ndamukiza 2008 na Nyakanga 2014. Ubu naho nsohoye ibi mu bitabu 3 bitobito, nizeye ko ibi bizozana umusaruro, bikoreshwe kandi vyorohe gutwarika.

Iki gitabu ca gatatu kirimwo uduce 25 twerekeye Isezerano Risha; igitabu ca mbere cari kirimwo uduce 28 twerekeye Isezerano rya Kera hamwe n'igitabu ca kabiri na co cari gifise uduce 25 twerekeye Isezerano Risha. Vyagenewe kuba inyigisho mu mashure ya Bibiliya, muma semineri y'ivyigwa ndoramana hamwe n'ibigo vyigisha abajanabutumwa: kimwe kimwe muri vyo kimara nk'isaha mu kwigisha. Wisunze uburyo amasaha menshi yo kwigisha ari mu ndwi imwe y'ishure, buri gitabu gishobora kwigishwa nk'indwi - ariko bigatuma kiba urutonde rwiza rukomeye cane.

Ibuka umugwi wifuzwa n'igitabu: Abakristo bari mu bihugu bikiri mu nzira y'iterambere bashaka kuba abajanabutumwa. Urugezo rwabo n'ubwoko bwabo bwo kwiga bisaba inyigisho zo kuvuga, kubw'ivyo izi nyandiko ni igikoresho gihagaze neza, si co gihagaze ari ciza conyene. Zirashobora kandi gukoreshwa mu vyigwa vya Bibiliya canke mw'Ijambo ry'Imana ryo ku w'Imana no mu ndwi z'umwiherero canke muma nama y'ijanabutumwa.

Reka ibi vyigwa vyongereze ugutahura kwawe ubutumwa bwa Bibiliya bwerekeye ijanabutumwa kw'isi. Reka kandi bitume urugendo rwawe rw'ubumenyi bwa mbere mu kugira uruhara rudasanzwe, ruba umugisha no kuroranirwa!

*Steef van 't Slot, Ede, Ubuholande, Impeshi 2015*

# Intangamarara

Uburyo bwiza bwo kwiga ubutumwa bwa Bibiliya bwerekeye ijanabutumwa kw'isi si ugusoma igitabu kibivugako (nk'iki) ariko ni ugusoma igitabu, kibivuga neza cane: gusoma Bibiliya n'*amaso y'umujanabutumwa*. Uku ni ko ivyagitanguriye bibiri vyanditswe: igice ca I kw' Isezerano rya Kera n'igice ca IIA kw'Isezerano Risha.

Mu gitabu ca IIA uhasanga ivyiyumviro janabutumwa mu butumwa bwiza, mu Vyakozwe n'intumwa no mu vyete vya Pawulo.

Mu gitabu ca I uhasanga igice ca mbere c'urukurikirane rwerekeye ibijanye n'igihe c'iherezo; igice ca kabiri kiboneka muri iki gitabu. Isezerano Risha rizoserana n'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana kandi kubw'iyo mpamvu iki gitabu ni co cari gikwiriye kuruta II A, kwakira ivyasigaye mu vyo nanditse ku bijanye n'igihe c'iherezo.

Ivyigwa nyamukuru bimwe bimwe biri muri ibi bitabu bitatu. Ica *mbere* ni ubumwe buri hagati y'Isezerano rya Kera na Risha: vyompi ni Ijambo ry'Imana kandi bivuga Imana imwe. Vyompi biranganya akamaro: wokwita Isezerano rya Kera igitabu c'amashusho n'Isezerano Risha igitabu c'inyandiko, wanashaka. Bivuga inkuru imwe kandi biruzuzanya.

Icigwa nyamukuru ca *kabiri* ni, ko Imana ari Imana y'isi yose, izina ryayo rikwiye kuvugwa kugeza ku mpera y'isi. Imigwi y'abantu bose mw'isi bakwiye kumenya ko ari yo Mana yonyene. Nta mugwi n'umwe w'abantu Itanezezererwa.

*Ikindi* ni, ko Imana, itigeze kandi itazokwigera yihanganira icaha mu bihe vy'Isezerano rya Kera, ntiyocihanganira kandi no mu bihe vy'Isezerano Risha. Ntiyahindutse. Yama Itanga inzira imwe gusa y'agakiza ku bucamanza kandi Iracabikora: muri iki gihe ni ukwizera Umwana wayo Yesu Kristo. Kubw'ivyo, Ubukristo burigenga: nta rindi dini aho imana imanuka ku bantu kugira ngo ibakize. Yesu Kristo wenyene ni we yabikoze.

Ica *nyuma* ni, nimba hariho inzira imwe gusa y'agakiza, hariho n'ingaruka iyo udahisemwo iyo nzira. Umuntu yaremwe nk'uwidegemvya; umubano w'umuntu n'Imana ushoboka gusa, mu gihe umuntu ahisemwo uwo mubano ku bushake. Yesu yavuze vyinshi ku vyerekeye gehinomu nk'ikintu giteye ubwoba. Ni we wenyene yari azi ivyo yariko aravuga, kandi yamara tudakunda kwumva ivyerekeye gehinomu muri iki gihe.

Ni co gihe co kwongera gufata nkama Imana, Yesu hamwe n'ibiri muri Bibiliya. Twabaye abidegemvya cane kandi twagumye twibaza ko inzira zose zishika I Roma, nk'uko Imvugo ibivuga. Reka tugaruke ku butumwa bwuzuye bwa Bibiliya hanyuma twumve twongere twumvire amajambo ya Yesu. Agira agaruke kandi igihe c'ubuntu kizoba giheze. Reka dukoreshe umwanya wacu, imbere yuko bwira.

## Uburyo bwo Gukoresha Iki Gitabu

Ku munyeshure asomye ibi bikoresho, ni ngirakamaro cane kubikora afise Bibiliya yuguruye: araba ivyanditswe vyose vyo kumufasha vyatanzwe musi y'igisomwa. Ivyo bizokwongereza cane ubumenyi bwawe bwa Bibiliya. Kuganira ku bibazo vyo kwiga ku mpera ya buri gice bizofasha gukomeza ugutahura kwawe no kugumana vyoroshe ibibazo bikuru bikuru.

# Igice ca I

## Imyihwezo y'Ijanabutumwa: Ibindi Vyete

*Intangamarara*

Iki gice kivuga ku vyigwa ndoramana vy'abajanabutumwa n'imikorere ya Petero, Yohana, Yakobo na Yuda. Nubwo tuzi ivyete vyabo mu gusoma Bibiliya, muzobona ko hakiri ibice ngirakamaro binyegeje mu bintu bitagaragara dukunze kwirengagiza. Gusa ibi ni ngirakamaro nimba dushaka gutunganya imikorere yacu janabutumwa yo mu kinjana ca 21, inyuma y'uburorero bw'intumwa.
Abize batandukanira mu vyiyumviro bijanye n'urutonde rw'ivyete bitari ivya Pawulo. Muri iki gitabu narakoresheje urutonde usanga muri Bibiliya y'Ubuzima Bwakurikiranye Kwiga Bibiliya (Chronological Life Application Study Bible) mu Nsiguro Nshasha isohotse ubwa kabiri (New Living Translation 2nd edition).

Frank Viola yahisemwo uburyo butandukanye gato. Avuga ko Umwami w'abami Vespasian, yasubiriye Nero mu 69 INY.KR, kubera akazi yakora muri Alegizandiriya, yashize umuhungu wiwe Domitiyani kurongora vy'agateganyo ubwami hamwe n'uwundi muhungu wiwe Tito ajejwe ibijanye na gisirikare. Domitiyani yirukanye Yohana I Patimo. Bose baremeranya ngaha, ariko abize benshi kugeza ubu barerekanye ko ico gikorwa cabaye mu myaka ya 90 igihe (yongera) gutwara nk'Umwami w'Abaroma. Viola avuga ko Domitiyani yirukanye Yohana igihe c'ingoma yiwe *ya mbere* y'agateganyo kandi kubera iyo mpamvu ni ho ubutumwa bwiza bwa Yohana butangurira, ivyete vyiwe bitatu hamwe n'icete ca mbere ca Petero nko mu ntango za 65 INY.KR, icete ca kabiri ca Petero mu 67 INY.KR, gikurikirwa n'icete ca Yuda mu 68 INY.KR hanyuma Ivyahishuriwe Yohana muri 70 INY.KR. Iciyumviro ciwe ni uko, 'uburemere bw'ibimenyetso vy'imbere mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana vyerekana ko vyanditswe imbere y'ukubomoka kwa Yerusalemu muri 70 INY.KR'.[1] Iciyumviro ciwe ni co.

---

[1] Viola, *The Untold Story of the New Testament Church*, 2004:164-177.
Ndabahamagarira cane iki gitabu.

## *1. Yakobo*

Igikorwa c'ijanabutumwa ca Yakobo kitwereka ibintu bibabaje mu Mashengero Menshi. Imyihwezo iri aha hepfo si ukwagirizanya kwa Make atize – mu Mashengero Menshi.[2] Bompi bakora amakosha, bakwiye kwihana[3] no gusanura ivyononekaye.

Hariho impfuvyi nyinshi n'abapfakazi mu Buraruko bw'Isi[4] hamwe n'Abakristo baho benshi ikibazo kirasiguritse, impamvu abajanabutumwa *bo mu Burengero* bakora ibikorwa vy'Imana, Amashengero Menshi yari akwiye gukora ubwayo. Ni gute Ubukristo bwo mu Buraruko butanduye kandi butagira akanenge muri ibi? Ibikorwa vy'Imana vy'impuhwe ni inshingano z'Ishengero ryaho kandi *ntibigamije* kuba nk'igikorwa c'abajanabutumwa ndengamico, kiretse mu turere tutarashikirwa aho ibikorwa vy'Imana nk'ivyo bishobora gufasha mu kwugururira abantu kwakira ubutumwa bwiza.

Mu kuvuga mu majambo yacu ikigabane kimwe,[5] twoshobora kubwira abarongozi bamwe batari abo mu Burengero tuti: 'Bene data … ntimurobanure abantu ku cubahiro. Dufate ko [umuzungu] ahuye nawe, umujanabutumwa wo mu Burengero afise amafaranga menshi, uwundi akaza atayafise. Niwerekana ko witayeho cane umujanabutumwa atunze ukavuga uti, 'Muntu, reka dufatanye', ariko ukabwira umujanabutumwa ata mahirwe afise uti 'ego, ego' – hanyuma ukamwirengagiza – aho ntuba wakumiriye kandi waciye imanza ufise intumbero mbi? Ubwo Imana ntiyigeze ihitamwo abakene mu maso yawe kugira ngo batunge mu kwizera, ubumenyi, uburambe n'impanuro? Ariko watutse abakozi bayo batishoboye. Ubwo si abajanabutumwa batunze batuma uhuzagirika ngo utungwe n'amafaranga yabo hanyuma ngo bagutegekere ku bikorwa vyabo? Ubwo uburyo bwabo bwo 'gufatanya' ntiburi mu mubano w'umukoresha n'umukozi? Ubwo ntibakugirisha umuja ubutunzi bwabo bakagutesha agaciro mw'izina rya Ni Nde yakuremye? Nimba urobanura ku cubahiro, ukora icaha.'

---

[2] Mvuze 'Amashengero Menshi' mba mvuze Ishengero ryo mu Buraruko bw'Isi, mvuze 'Amashengero Make' Ishengero ryo mu Burengero.

[3] Yak. 4:8-10,17

[4] 1:27

[5] 2:1-9

Mu nyuma dusoma ivyerekeye ukwizera kutagira ibikorwa.[6] Ubwo si bwo buryo bw'Ubukristo bwo mu Buraruko ubwo abarongozi babwo banditseko ngo 'ubwaguke bwa kilometero imwe ariko uburebure bw'imetero imwe gusa umanuka'?[7] Yakobo avyita 'ubupfu'. Abakijijwe batahinduwe kuba abigishwa ntibazohindura isi. Isi ntigikeneye abavuga, ahubwo abagenda. Fata Afrika. Nta mugabane n'umwe Ubukristo bwakwiragiye cane, yamara ingaruka za Gikristo ku kibano kenshi ni nto. Nta hantu na hamwe kw'isi habangamiwe cane na SIDA, ubukene, intambara, gukoresha nabi ubutegetsi hamwe n'igiturire. Kubw'ivyo, ihinguriro muri Afrika ry'abajanabutumwa ndengamico bo mu mahanga rikwiye kwerekereza ku guhindura abantu kuba abigishwa – no gutegura abarongozi, no guhimiriza Ishengero gushikira abatarashikirwa ku mugabane waryo. Umugwi w'abajanabutumwa bo mu Burengero ukwiye kubigisha kwiteza imbere no kwitwararika *imiryango yabo* hamwe no gutegurira abera igikorwa c'Imana, aho gukora ibikorwa vy'Imana *ubwabo*. Igikorwa nk'ico gikwiye guhagarara ku ngingo zo kwibako, ukareka guhanga amaso amafaranga y'abanyamahanga n'abatanga akazi.

Yakobo atanga akarorero ko kwitwararikana mu kibano (ivyo kurya n'impuzu) nk'ikimenyetso c'idini nyakuri.[8] Ni igikorwa c'Imana gikomeye mu Burengero: kurungikira abakene ivyo kurya n'impuzu. Ico gikorwa c'Imana ni uburyo bworoshe bwo kwegeranya imfashanyo kandi gifasha kworosha umutimanama w'abaterera imfashanyo. Ariko none vyoba bifasha? Biraruhura, ariko binanirwa guteza imbere imiryango. Birahindura ibihe, ariko si inyubako. Rimwe na rimwe usanga amasoko kavukire yarononekaye kubera ko abarimyi baho batashoboye guhiganwa n'ingano za gusa zo mu mahanga.

None hokorwa iki? Ni vyiza guha umuntu igera hanyuma ukamwigisha kuroba, kuruta kumuha ifi gusa. Aho hakwiye kubaho ubutabazi, ariko ibi ntibikwiye gusubirira iterambere ry'umuryango. Gutanga ibintu biroroshe cane kuruta kwigisha abantu kwiyitaho – ivyo navyo bigarura agateka kabo no kwihesha agaciro. None ibi sivyo Yakobo yashaka kuvuga?

---

6 Yak. 2:14,17
7 Imvugo y'umuhisi yize ivyigwa ndoramana w'Umunijeriya, Dr. Tokunboh Adeyemo
8 2:15,16

Mu nyuma, yerekana 'ubwenge' bwo mw'isi, butari ubw'impwemu kandi bw'umugwanizi.[9] Ibi bitwibutsa ishari riri mu barongozi b'Ishengero bakenye kubera ubutumwa bwiza bw'ubutunzi bwo mu Burengero, insamirizi ya buri musi ku mboneshakure mu turere twabo. Ikibabaje nuko benshi bo mu Buraruko bagwishijwe n'udusase two gukwegakwega icicaro c'abepiskopi n'ibinyamajwi bizimvye – kandi nabo barabishaka.

Ugereranije n'ishari ribandanya ku rugero rw'abandi hamwe no kugerageza kwifuza kuduza izina ry'umuntu mu gukoresha amazina aryosharyosha, nk'intumwa, umuvugishwa (yumvikana nk'ayarenze kuruta 'umwungere'), umuganga, umunyacubahiro (reverend), musenyeri, n'ayandi. Uko kwishira hejuru kudatunganye gushobora gutera agasuzuguro gusa mu bantu batarongowe n'ivyiyumviro bikuru barondera kwubaka ubwami mu giciro c'Ubwami bw'Imana. Uko kwirata n'ukwihayagiza[10] kwabaye indwara ya Satani yakwiragiye, kwatumye haba akajagari (iyumvire ku kutizerana,[11] guta umwanya n'amafaranga no kuba sindabibazwa ku vy'amafaranga, kuvuga bike) hamwe n'ikindi gikorwa kibi cose.[12] Ni igiki twakoze kw'isi, abajanabutumwa bo mu Burengero, kugira ngo dukuze ivyamwa nk'ivyo? Ukwihana kurakenewe cane ku mpande zompi.

Ukwidodomba kwa Yakobo ku vyerekeye ingeso z'Ishengero zitari izo kwifuzwa kurabandanya.[13] Hariho imishwano no kurwana mu Mashengero Menshi. Vyinshi biterwa n'ibibazo vyavuzwe aho haruguru, ariko kandi hariho n'amacakubiri ku moko, ku madini, ku mico, ku kibano hamwe no ku rukoba. Uretse ibiriho vyo kwifuza kwica. Gute? Naho ivyo vyoba atariko vyari biri neza, turashobora kwibaza kuvyo kwica imigenderanire, kuvugana nabi canke guhinyurana[14] hamwe n'ubumwe mu mubiri wa Kristo. Imishwano ntishobora gutanga inyishu: 'Ntimuhabwa kuko mudasaba *Imana'*.[15]

---

9 Yak. 3:14-16
10 4:16
11 5:12b
12 3:16
13 4:1-3
14 4:11
15 4:2 (indome zikitse)

Akenshi kwegeranya imfashanyo ata soni ku Bakristo bo Mu Buraruko bwo Mu Burengero kwasubiriye gusaba *Imana*! Mu kwibagira gusaba Uburongozi Bukuru ku bijanye n'ibikenewe vy'amafaranga,[16] abarongozi batari mu Burengero bagwa mu mutego w'impamvu mbi hanyuma bakaruhira gukorera Mamoni mu gishingo c'Imana.[17] Ijambo ryo gusozera rya Yakobo 'ubusambanyi' ririho:[18] hariho vyinshi vyo 'gukaraba, kwiyeza, kubabara, kuboroga, kurira no kwicisha bugufi' bikwiye gukorwa[19] imbere yuko Amashengero Menshi ashobora kwitega gukurwa mu bibazo vyinshi rifise.

Ukuburira kwiwe gukurikira kwerekeye Abakristo b'abatunzi bakoresha nabi ubutunzi bwabo kubwo inyungu zabo bwite.[20] Kubivuga mu majambo y'abajanabutumwa: 'Ubutunzi bwawe bwabuze inyungu z'ibihe bidashira bwari kuba bwimbuye. Wabuze amahirwe yo kwambara impuzu zera nziza.[21] Inzahabu yawe n'ifeza vyabuze intumbero yavyo, kandi urwo ruhombo ruzokwagiriza kandi runagutware, wegeranije ubutunzi aho kubushira mu bikorwa vy'Imisi ya nyuma. Impembo wananiwe guhemba abakozi b'Ubwami, bagiye kubwira ubutumwa amahanga mu gishingo cawe bariko baragutakambira. Induru z'aba bakozi bimbura zashitse mu matwi y'Ishoboravyose. Wabayeho mu munezero no kwikunda [kandi] warivyibuhije mu gihe Umusi w'Urubanza wegereje.' Yakobo asubiramwo impanuro yiwe yo 'kurira no kuboroga kubera amakuba yimirije'[22] – mu yandi majambo: ahamagarira abatunzi kwihana.

Ijambo rya nyuma ryerekeye ibikorwa vya Yakobo ryerekeye abavandimwe barindiriye umwimbu wo mu buryo bw'impwemu, ribatera intege ku kwihangana gushitsa aho Umwami azozira,[23] ni ukuvuga igihe Igikorwa Gihambaye Twahawe kizoherera.[24]

---

16 Hagayi 2:8; Zab. 50:10
17 Mat. 6:24
18 Yak. 4:4
19 4:8-10
20 5:2-5
21 Ivyah. 19:8b
22 Yak. 5:1
23 5:7-11
24 Mat. 24:14

Yihaniza avuga ko igice c'imbere c'iryo higanwa kizoba kirimwo imibabaro myishi, nk'iyabavugishwa bavuga mw'izina ry'Umwami; kandi ko kwihangana kuzoronka impembo, itunze cane kuruta iyari yitezwe, nk'uko vyagenze kuri Yobu.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ibihe bikorwa vy'Imana abajanabutumwa bo mu Burengero badakwiye gukora mu mashengero yo mu Buraruko bw'Isi? Ni ibiki bari bakwiye gukora?*
2. *Ni ubuhe bwoko bw'abajanabutumwa bukundwa n'abarongozi b'amashengero bo mu Buraruko bw'Isi?*
3. *Sigura mu majambo yawe, ivyo wiyumvira Dr. Adeyemo yashatse kuvuga mu mvugo yiwe 'ubwaguke bwa kilometero imwe ariko uburebure bw'imetero imwe gusa umanuka'.*
4. *Ni izihe ngaruka mbi z'ubutabazi bwo mu Burengero ku bihugu bikenye?*
5. *Ni ibihe bikorwa bibi biduza inyubako y'ubwami' bw'abantu aho kuba Ubwami bw'Imana?*
6. *Ni ubuhe bwoko bw'amacakubiri mw'Ishengero ryo mu Buraruko bw'Isi bukwiye gutorerwa inyishu kugira ngo bagarure ubumwe?*
7. *Vuga bimwe mu ngaruka zo mu Buraruko bw'Isi mu kwegeranya imfashanyo mu mashengero yo mu Burengero.*
8. *Ni iyihe mburi Yakobo abwira Abakristo batunze, ku bijanye no guterera abajanabutumwa?*

## *2. Petero wa Mbere*

Iyo tugereranije uduce tw'akarere aho abakiriye ivyete vya Petero baba hamwe n'abavuzwe mu Vyakozwe n'intumwa turabona ukwinjiranamwo.[25] Bamwe mu bantu bakuze mu mashengero Petero abwira bashobora kuba baramwumvise avuga ubutumwa I Yerusalemu mu myaka 30 iheze. Aya mashengero yari yarashinzwe neza ariko bigaragara ko yari afise ikibazo ca kabiri Petero arondera gutorera inyishu;[26] ari yo mpamvu y'uburyo bwo guhindura abantu kuba abigishwa mu nyigisho ziwe.

Mu murongo wiwe wa mbere Petero abwira *amahanga*, avuga kuvyerekeye 'ubuntu bwaje kuri *wewe*',[27] nk'uko vyavugishijwe mw'Isezerano rya Kera. Petero ntavugana na bagenzi we b'Abayuda i Yerusalemu hano, ariko avuga ubutumwa mu mico itandukanye: nta mpuzu y'Abayuda ikoreshwa mu gupfundikira ubutumwa bwiza.

Iyo Petero atubwiye ngo 'tubeho nk'abanyamahanga kandi nk'inyambukira mw'isi'[28] dushobora kandi kwumva dutewe intege no kubaho nk'abajanabutumwa mu mugwi w'abantu mw'isi utari uwacu. *Turiho*, ariko ntituri *aba* ho. Ijanabutumwa rifise impande zibiri, *rumwe* ni ukumenyera, guhuza insiguro no kwihindura umuntu hamwe n'intumbero yo gukuraho ubunyamahanga bwose buboneka mu butumwa bwiza mu mugwi wacu twifuza. *Urundi* ni ico Petero avuga hano: nk'abanyagihugu bo mw'ijuru dukwiye kubandanya ubuzima bwejejwe kandi bwera hagati y'urunganwe rugoramye kandi rw'ibidambidambi.[29] Mu mvugo z'abajanabutumwa: kutanduzwa n'ibikorwa vy'imigenzo yo gusenga ibigirwamana vyiganje mu bantu bacu twifuza; kwiga ingeso[30] ni intambwe irenze.

---

[25] Gereranya 1 Pet. 1:1 n'Ivyak. 2:8-11

[26] 1 Pet. 2:2

[27] 1:10-12 (indome zikitse)

[28] 1:1,17; 2:11

[29] Flp. 2:15

[30] Kwiga ingeso bishobora gusigurwa nko 'kwiyinjiza mu muco kanaka ata suzuma rikomeye rya Bibiliya ryabaye' (insiguro yanje)

Petero avuga ku bantu bahoze atari abantu.[31] Hariho aho bihuriye n'Isezerano rya Kera rya Isirayeli, ku vyerekeye 'ubwoko bwatoranijwe, abami n'abaherezi, ihanga ryera ryatoranijwe kuba inyegu y'Imana rikomoka ku mugambi wa mbere w'Imana kuri Isirayeli igihe yari akivuye muri Egiputa.[32] Ikigaragara ni: aho Isirayeli yananiriwe kubwo icaha no kwishushanya n'amahanga abazungurutse asenga ibigirwamana, abantu b'Imana kw'isi yose bakwiye gutsinda biciye mu kwera.[33] Niyirengagiza ukwera, azojanwa muri Babuloni yo mu buryo bw'impwemu, Ishengero ry'ikinyoma rizohinduka irigwanya Kristo mu misi ya nyuma.[34] Imana ntizokwigera yihanganira Ishengero ryacumuye muri iki gihe kuruta uko Yakoze ku vyaha vya Isirayeli mu myaka 2,600 iheze.

Duhereye ku buryo bwa Petero bwo gutera intege abagore b'abatarizera[35] twiga ivyigwa vy'abajanabutumwa uburyo bahagarara nk'Abakristo mu kibano c'abapagani.[36] Ihuriro rusangi hagati y'ibi bice n'uko ibikorwa bivuga cane kuruta amajambo. Kugaragaza inyifato yubaha Imana bivuga neza, n'imbere yuko ururimi rwaho rumenyekana.

Inyifato yubaha Imana yerekanywe mu mujanabutumwa ifise agaciro gakomeye kuruta kwerekana ibintu vyo hanze, nk'ubutunzi, icubahiro, igihagararo canke ukugaragara.[37] Bene ivyo vyo hanze ntibikwiye ahubwo gukinishwa na gatoyi.

Kandi nkoresheje amajambo yanje, twari kuvuga tuti : 'Abajanabutumwa, mwitonde uko muba mu bantu banyu mwifuza kandi mububahe nk'umwunganizi afise intege nke mu buryo bw'impwemu mu kigo

---

31 1 Pet. 2:10. Imbere yuko Isirayeli aba ubwoko, yari umuryango wa se (Yak.) hamwe n'abahungu biwe cumi na babiri. Imbere yuko Ishengero riba ubwoko, ryari umuryango w'Umugabo umwe (Yesu Kristo) hamwe n'abigishwa biwe cumi na babiri.

32 Gereranya 2:5,9 na Kuv. 19:5,6

33 1 Pet. 1:13-16; 2:11,12

34 Ivyah. 17 & 18

35 1 Pet. 3:1,2

36 Gereranya na 2:12,15 & 3:16

37 Nkoresheje amajambo yanje 3:3,4

c'ubutumwa bwiza, kugira ngo ntihagire ikintu na kimwe kibangamira intahe yanyu'.[38]

Iyo Petero avuze ati, 'Mwame mwiteguye'[39] yerekana inyifato y'uwuserukira igihugu ciwe atari amahirwe y'*umujanabutumwa* – yabwirizwa kuba ihuye mu bana b'Imana *bose* – ariko ikaba ishingiye ku mutima w'igikorwa c'Imana c'umujanabutumwa. Ijwi ry'intahe rikwiye kuba ryiyubashe cane – bitandukanye n'inyifato y'ubwibone ishira 'jewe, Umukristo' hejuru no kurwanya 'wewe, umunyavyaha'.

Imana yarindiriye yihanganye mu gihe ca Nowa.[40] Kristo yagereranije imisi ya nyuma n'iya Nowa,[41] kandi rero Imana irindiye yihanganye : Ntigomba ko hari n'umwe yopfa rubi.[42] Mu gihe ca Nowa bake ni bo bakijijwe – hari hariho umuvugabutumwa umwe. Ni abajanabutumwa bangahe tuzorungika mu miliyoni amajana z'abatarashikirwa batarigera bumva ubutumwa bwiza na rimwe?[43]

Inkuru nziza kubinjira mu madini y'amoko babaho batinya impwemu mbi nuko abamarayika bose, abategetsi n'abanyabushobozi baca bugufi imbere ya Kristo.[44] Yarabakunze bihagije ku buryo atanga ubuzima bwiwe ku bwabo.[45] Ni we Mutegetsi ahebuje kandi yahawe ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi.[46] Uwumwizera wese nta kintu na kimwe akwiye gutinya.

Abapagani bakwiye gukora bisunze uwuzoza guca urubanza. Kubw'ivyo tubwirizwa kuguma tubaburira.[47] Ni igikorwa cacu, nimba turi abajanabutumwa canke tutari bo.

---

38 1 Pet. 3:7
39 3:15
40 3:20
41 Mat. 24:37-39
42 2 Pet. 3:9; 1 Tim. 2:4
43 Rom. 10:13-15
44 1 Pet. 3:22
45 Yoh. 3:16
46 Mat. 28:18
47 1 Pet. 4:3-5,18

Gutanga indaro si co gikorwa conyene c'abajanabutumwa hisunzwe abagenzi babo bagira ingendo ariko kandi ni amahirwe akomeye ku banyeshengero.[48] Abajanabutumwa bagira ingendo nyinshi kandi akenshi bakoresha amafaranga menshi yabo kuvyo kurya n'indaro vyotanzwe ku buntu n'abanyeshengero baho.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ikihe kibazo Petero ariko aratorera inyishu, uko biboneka, muri iki cete kandi ni ubuhe buryo yahisemwo?*
2. *Ni bande Petero avuga muri iki cete?*
3. *Ni izihe mpande zibiri tubona mw'ijanabutumwa kandi ni iyihe muri izo zibiri Petero ariko aravugako kandi gute?*
4. *Sigura ico bisigura kwiga ingeso. Ni iyihe ngaruka yavyo?*
5. *Ni ikihe cigwa gikomeye kubwo Ishengero ry'iki gihe, iyo tugereranije Kuv. 19:5,6 na 1 Pet. 2:5,9?*
6. *Ni gute abanyeshengero baho bogira uruhara mu kworosha igikorwa c'Imana c'umujanabutumwa?*

[48] 1 Pet. 4:9

### *3. Petero wa Kabiri*

Nimba twerekanye icigwa nyamukuru c'icete ca *mbere* ca Petero, ngo 'ntutangazwe no guhamwa kuvuye *hanze'*, dushobora kwemeza icigwa nyamukuru c'icete ciwe ca *kabiri* ngo 'kwirinda guhemukirwa kuvuye *imbere'*. Ukwizera kwuzuye muri Kristo kurashimangirwa, nk'uko biri mu kugira uruhara muri kamere y'Imana.[49] Nta kindi kintu gikenewe kubwo ubuzima bw'umuntu bwo mu buryo bw'impwemu.

Mu kigabane gikurikira[50] Petero avuga ko abigishwa ba Kristo bafise inshingano zo gukura mu buryo bw'impwemu. Ntibashobora kuguma bahanze amaso abajanabutumwa kubw'ivyo.
Abajanabutumwa bakora neza mu guteza imbere *inyubako* nziza z'inyigisho.[51] Ntibisigura, ko abajanabutumwa bakeneye kurongora izo nyubako. Gutanga ibikorwa ku bantu baho ni kimwe mu nyigisho z'uburongozi kavukire. Inyigisho ziguma zikenewe, no kubakuze mu buryo bw'impwemu.

Amajambo 'hamwe twabamenyesha'[52] yerekana kugenderwa na Petero, bishoboka ko ryarenze rimwe. Arashobora kuba yarazungurutse Aziya Ntoya agenda arabona ukwiyongera kw'akaga k'inyigisho z'ibinyoma, izo yababujije.[53] Yarabonye ko atari abantu bose batahura ivyete vya Pawulo neza[54] kandi ko abo bigisha b'ibinyoma bahiritse inyigisho za nyuma.

Petero yari yiboneye igikorwa ca Kristo;[55] yari afise intahe yiwe nyene. Ibi ni ibintu ngirakamaro ku mujanabutumwa wese kuko ata wutarizera ashobora kubirwanya. Ivyatubayeko bidasanzwe hamwe na We bigize igice ngirakamaro co kwerekana aho tumenyeshereza ubumuntu bwa Kristo n'agakiza kamenyekane ku bantu bataramumenya. Petero ashimangira ko ari vyiza kwitondera ijambo ry'abavugishwa.[56]

---

49 2 Pet. 1:3,4
50 1:5-11
51 1:12-15
52 1:16
53 Igice ca 2
54 3:15,16
55 1:16b-18
56 1:19-21

Ibi bivugwa ku vyiyumviro vyo mu mashengero mvugabutumwa amwamwe muri iki gihe, ko Isezerano rya Kera ridafise akamaro nka Rishasha. Irya Kera ni urumuri rwo mu mwiza, rituma haba ugukura mu buryo bw'impwemu ('inyenyeri yo mu gitondo, iserukira mu mitima yanyu'). Abajanabutumwa bakwiye kwigisha kuva mw'Isezerano rya Kera kandi bakinjiza urukundo rwaryo mu bigishwa babo. Petero ivyo arabishimangira.[57]

Urutonde rwa Petero ku bigisha b'ibinyoma hamwe n'amakosha yabo mu gice ca kabiri ruduhuza n'urutonde rudashobora kuvugwako rwo guhindura abantu kuba abigishwa ku bizera bashasha. Nimba abajanabutumwa bigisha ijambo ry'Imana, rikerekanwa n'ubuzima bwabo bwubaha Imana kugira ngo abigishwa babo bashobore gutandukanya ikinyoma n'ukuri, amahirwe yo kwakira abigisha b'ibinyoma aragabanuka cane. Guhindura abantu kuba abigishwa n'inyigisho nziza za Bibiliya bikwiye gukorwa ku buryo bwamaho.

Petero nta makenga asiga inyuma igihe avuga ku vyerekeye imvugo ngo, 'ukijijwe uzokwama ukijijwe'.[58]
Kimwe mu biranga abigisha b'ibinyoma mu minsi ya nyuma ni uko bakengera isezerano ry'ukugaruka kwa Kristo.[59] Kwonona ibi vyizigiro vya kazoza vyica imbono[60] ikenewe kugira ngo dushikire ahatarashikirwa.[61] Guhakana ko igihe c'ubuntu hariho umusi kizohera, bishira mu kibanza c'uko, vy'ukuri Umusi w'Umwami uzobazako nk'igisuma.[62] Ijanabutumwa kw'Isi ripfa mu gihe ibijanye n'igihe c'iherezo bipfuye.

Ivyo twiteze ku bijanye n'igihe c'iherezo (n'ibitigiri?) ntibihuye n'urutonde rw'umwanya w'Imana.[63] Dusigura ukwihangana Kwayo nko guteba, ariko mu vy'ukuri ntishaka ko hari n'umwe yopfa rubi.[64] Ibi vyerekana ko abantu benshi bakizwa buri musi kuruta abazimira.[65]

57 3:2
58 2:20,21; 3:17
59 3:4
60 Ivyah. 7:9
61 Mat. 24:14
62 2 Pet. 3:10
63 3:8
64 3:9
65 3:15a

Bitabaye uko, kwongereza umwanya vyoba ari uruhombo ako kuba inyungu ukurikije imishaha y'abantu hamwe n'aho bazoja ibihe bidashira.

Ukugaruka kw'Umwami kurashobora kwihuta.[66] Kristo yavuze ko azogaruka ubutumwa bwiza bumaze gushika kw'isi yose.[67] Azokomeza iyo ngingo. Ukugaruka kwiwe kwa hafi gushobora gupimwa cane canke bukebuke ugereranije n'iterambere ry'ijanabutumwa kw'isi. Iterambere rinyaruka igihe abantu benshi batumwa ku mpera y'isi. Yesu aratubwira gusengera abakozi[68] kuko amahanga yose, imiryango, amoko n'indimi zose bizoserukirwa mu Bwami.[69] *Kristo ntazogaruka mu gihe hakiriho imigwi y'abantu batarashikirwa.* Uku ni ukuri kutitwararitswe mw'Ishengero. Hoba hari ubushake buke mu Mugeni guhura n'Umukwe? Kuvuga ngo 'Amen, urakaza Mwami Yesu'[70] ntibiriko birumvikana. Mbega ukuntu bibaje kandi biteye isoni. Turi ibinebwe cane mu guheraheza Igikorwa Gihambaye Twahawe kandi ntitwitwararitse – ntidukunda, birashoboka – ukugaruka kwiwe? Hoba hakenewe uguhamwa kungana gute kugira ngo kuduhindure?!

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Uguhamwa kwavuye he mu cete ca mbere ca Petero? Mu ca kabiri na co?*
2. *Sigura impamvu gufita intahe yawe bwite ari ngombwa ku mujanabutumwa wese.*
3. *Tanga impamvu nyinshi ushobora kwibaza, kubera iki Isezerano rya Kera ari igice nkoramutima mu nyigisho za Bibiliya.*
4. *Ni uwuhe muti mwiza wo kurwanya akosho k'abigisha b'ibinyoma?*
5. *Petero yoba yigisha ko 'umaze gukizwa, uzokwama ukijijwe'? Shigikira inyishu yawe wisunze 2 Petero.*
6. *Ni izihe zishobora kuba ingaruka ziterwa no kutitega neza ukugaruka kw'Umwami?*

---

66 2 Pet. 3:12
67 Mat. 24:14
68 9:37,38
69 Ivyah. 5:9; 7:9
70 22:20

### *4. Kwihutisha Ukugaruka kw'Umwami*

Benshi muri twe twakuze twumva ngo, 'Umwami Yesu arashobora kugaruka umwanya uwo ari wo wose, hashobora kuba iri joro canke mu ndwi iza. Uriteguye…?' Kandi ni ukuri kwose, Yatubwiye kwama twiteguye, kuko ukuza kwiwe kuzoba, kuri bamwe n'imiburiburi, 'nk'igisuma mw'ijoro'. Yamara, amajambo ya Yesu ubwiwe aduhatira kwiyumvisha igikorwa c'ukuri, kuko yaravuze kandi ati, 'ubwa mbere ubutumwa bwiza bw'Ubwami buzovugwa mw'isi yose' kandi ati '*hanyuma* umuhero uzoca uza'.[71] Rero, igihe cose Igikorwa Gihambaye Twahawe kitarahera ntihazobaho ico kintu ngo 'umuhero' (w'iki gihe, harimwo no kuza kwiwe). Yesu yahaye Igikorwa ciwe Gihambaye abigishwa biwe (bose), kandi ni bo bazokirangiza. Icegeranyo coroshe rero, nuko Yesu azogaruka gusa, igihe Igikorwa Gihambaye Twahawe kimaze kurangira. Ibibazo bijanye bica bivuga biti, 'tugejeje he ishirwa mu ngiro ryaco?' kandi 'twokora iki ngo twihutishe aho kigeze?'

Uku kwihuta kurashoboka, nk'uko Petero abivuga,[72] nubwo biguma ari ukuri ko ata n'umwe muri twebwe azokwigera ashobora kugereranya canke guharurira uwo musi w'imisi yose. Ariko nubwo Isinema ya Yesu imaze kubonwa n'abarenga imiliyari 6 kandi ko ubutumwa bwiza bushobora kwumvikana ku bice 99% vy'ababa kw'isi kw'I radiyo mu rurimi bashobora gutahura, ikigaragara nuko ibice bishika 25-40% vy'ababa kw'isi batarashikirwa canke bamaze gushikirwa gato n'ubutumwa bwiza. Twavuye kure, ariko ntituraheza uko biri kwose. Dukeneye gusuzuma vy'ukuri agaciro ko kurota ku mutaga ivyerekeye inyakurwa ryegereje nk'uko bamwe babikora, mu gihe hakiri ibikorwa vyinshi vy'ijanabutumwa vyo gukora. Mbega ivyigwa vyacu ndoramana bitarimwo ukuri kwose ni vyo vyadusinzirje ku bijanye no gushira mu ngiro Igikorwa Gihambaye Twahawe?

Nimba hakiriho ibintu vyinshi nk'ivyo vyo kuvuga ubutumwa bw'Ubwami bigikenewe gukorwa mu bice vyinshi (bikomeye, kure) vy'isi, none dukwiye gukora iki? Akarorero keza tugahabwa na 'Nyen'Umuzabibu' (bita Umwami w'iyimbura), nk'uko Yesu yavyerekanye.[73]

---

71 Mat. 24:14 (indome zikitse)
72 2 Pet. 3:12
73 Mat. 20:1-16

Buri masaha make yaja kw'isoko yizeye guha akazi abantu benshi bo gukora mu muzabibu wiwe. Ibi bihuye n'isengesho Yesu yigishije abigishwa biwe 'kwinginga Umwami w'iyimbura ngo azorungike abakozi, kuko umwimbu weze, ariko abakozi ari bake'.[74] Twaravyize muri iyo nkuru ubwa mbere.[75] Ic'akamaro cane kiboneka, ni ukwongereza abakozi – kandi abakozi benshi. Yesu yarabivuze, kandi na wa mugani wacu uvuga ngo 'tubiri tuvurana ubupfu'. None, utwo tubiri dukenewe ni utuhe? Dukeneye 'amaboko yose ku gitarurwa' – atari amaboko y'abazungu gusa.

Reka tubirabe: iyaba umuzungu yari gushobora guheraheza Igikorwa Gihambaye Twahawe, yobaye yarabikoze kera cane. Rero, ikiboneka nuko hariho ibice vy'akazi bikenewe gukorwa bisa (na vyo?) nk'ibigoye ku bakozi bahawe igikorwa c'umujanabutumwa wa kera, naho bitanze cane mu kinjana n'inusu giheze.

Nimba umuzungu muri kiriya gihe yarigishije abigishwa biwe gukora ijanabutumwa ndengamico ubwabo, Igikorwa Gihambaye Twahawe cobaye caraheze gushika ubu – ariko muri rusangi ntiyabikoze.

Dufashe icegeranyo ko hakenewe cane guhimiriza amashengero gukora ijanabutumwa ndengamico, no kurondera abantu bo gushira mu ngiro igikorwa ca Kristo mu bihugu twafata ko ari aho gukorera ijanabutumwa, ariko ubu tugomba kuhahindura abakozi b'abajanabutumwa! Ishengero mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere ni rinini kandi ritunze mu ngabire zo gucungurwa.[76] Urunganwe rushasha rw'abajanabutumwa rwo muri aya Mashengero Menshi ntirushobora kubura: ni ibikoresho ngirakamaro bikenewe mu guheraheza Igikorwa Gihambaye Twahawe, kandi ndizera ntakekeranya ko tutari kumwe na bo kitazohera vuba. Ni amaboko ashobora gushika aho amaboko y'abazungu atarashika gushitsa ubu. Yamara, aya maboko y'abazungu afise uruhara ngirakamaro rukomeye rwo gushoboza amaboko atari ay'abazungu kugira ngo babe abunganizi ku kazi. Gute?

---

[74] 9:37,38

[75] Raba Igitabu ca IIA, Igice ca I/3

[76] Raba Ivyongeweko/2

*Ubwa mbere*, barakwiye kumenya no gutahura ko Igikorwa Gihambaye Twahawe cahawe Ishengero ryose, harimwo na bo ubwabo, kandi atari uruhande rw'abazungu gusa. *Ikindi*, barakwiye kwakira ko gutunga amafaranga make kuruta barumuna babo b'abazungu, atari impamvu yo kudakora ijanabutumwa; n'izindi zose ni impamvu zo gukora ijanabutumwa *ugutandukanye*. *Ubwa gatatu*, nimba twemeye ingingo yo kuba hafi y'imico, bica biboneka ko Abanyafrika mu Banyafrika canke Abanyaziya mu Banyaziya bashobora gukora igikorwa ndengamico vyihuse kuruta abo mu Burengero, kuko abo banyuma bafise inzitizi z'imico zikomeye zo kujabuka.

Kumwe n'ijambo rya nyuma, amajambo yavuzwe na Oswald Chambers ati: 'Vyoba ari vyiza ko umuntu yokwumva ubutumwa bwiza incuro zibiri mu gihe hari abantu batarigera babwumva na rimwe?' Nashaka kugusigira akarorero kamwe gusa nawe ukiyumvireko. Umugabane wa Afrika uracafise imigwi y'ubwoko bushika 990 butarashikirwa, kandi n'ubushika 50 muri bwo bufise abantu barenga umuliyoni.[77] Ico ni igikorwa kinini cane. Mugabo Ishengero ryo muri Afrika rirashobora gufata mu minwe igikorwa nkico cagutse! Iri shengero rifise abizera bashika igice c'umuliyaridi, abashika imiliyoni 180 muri bo ni Abavugabutumwa. Iyaba bonyene bari gushigikira no gutuma umujanabutumwa 1 gusa kuri bantu 1,000 mu bantu babo, Afrika yoshoboye guhagurutsa izindi ngabo 180,000 z'abajanabutumwa bashasha. Gabura abo kuri iyi migwi y'ubwoko bushika 990 butarashikirwa kandi abajanabutumwa barenga 180 barashobora gutumwa (ugereranije) kuri buri bwoko muri bo. Nta nkeka, ibi bishobora gusigura akaryo gakomeye cane mw'ijanabutumwa kw'isi kuri uwo mugabane. Kubw'ivyo, reka tuje gukorera kuri ivyo gusa!

[77] Hisunzwe amakuru yabonetse kuri www.joshuaproject.net

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ukugaruka kw'Umwami kwoba kwegereje, turabiye ku mbono y'ijanabutumwa? Sigura kandi ushiremwo umurongo w'ivyanditswe vyera bifashe.*
2. *Ni ibice bingana gute vy'ababa kw'isi tugikeneye gufata nk'abatarashikirwa' canke 'abamaze gushikirwa gato'?*
3. *Sigura uburyo ukugaruka kw'Umwami gushobora kwihutishwa.*
4. *Ni uruhe rudandazwa nyamukuru dukeneye gukora mu guheraheza Igikorwa Gihambaye Twahawe? Tanga imirongo ibiri ivuye mu butumwa bwiza bwa Matayo.*
5. *Kuki abajanabutumwa b'abazungu bataheraheje Igikorwa Gihambaye Twahawe? Tanga impamvu zibiri.*
6. *Aho gukorera ijanabutumwa ha kera hakeneye guhindurwa …. ….*
7. *Abanyafrika, mu kugira uruhara mw'ijanabutumwa kw'isi, boba bakwiye gukoresha uburorero bwo gutuma abajanabutumwa bwo mu Burengero? Kubera iki bikwiye, canke bidakwiye?*
8. *Vuga ico bisigura 'kuba hafi y'imico'.*
9. *Sigura ibiharuro vy'akaryo k'Ishengero ryo muri Afrika, ku bijanye no gutuma abajanabutumwa.*

## 5. Abaheburayo

Abaheburayo buzuye ijanabutumwa. *Akamaro ka* kahise *k'ijanabutumwa* turabona uguterwa intege n'ivya Kiyuda.[78] Ibarabara, ryuguruwe icese na Stefano, ryaheze muri iki gihe. Uyu yahowe Imana wa mbere (umu maratiri) yapfuye amaze kwanka idini rya Kiyuda kuva mu mizi.[79] Gusa *inyuma* y'urupfu rwiwe[80] ubutumwa bwiza bwarakwiragiye I Yudaya na Samariya[81] hanyuma mu nyuma ku muhero w'isi.[82] Kuva ico gihe, imanga iri hagati y'ivya Kiyuda n'ivya Gikristo yabandanije kwiyongera, nk'uko tubibona mu vyete vya Pawulo. Kutubahiriza ijanabutumwa, ryatangujwe na Stefano, gusanga *ivyemejwe n'ivyigwa ndoramana* (*theological validation*) mu Baheburayo, vyanditswe mu myaka 30-32 inyuma y'urupfu rwiwe.

Kera Imana yavuga iciye mu bo yatumye,[83] ariko mu misi ya nyuma ica mu Mwana wayo, kandi yitwa 'intumwa'.[84] Yicarana n'Imana ku ntebe,[85] kandi aguma atuma abajanabutumwa gushika umugambi wiwe ushitse.[86] Ariko Abaheburayo ntibari biteguye gutumwa:

Abaheburayo cerekeye urunganwe rwa 2 rw'Abakristo.[87] Vyanditswe mu myaka 30 inyuma y'igikorwa ca Yesu kw'isi. Ibi bidufasha gutahura impamvu aba Bakristo 'ba kera', batari bakuze bihagije.[88] Bari bazi neza idini ry'Ikiyuda kandi umwanditsi aguma abibutsa ko Kristo arengeye vyose. Bamwe biyumviriye kuva kuri Kristo kubwo idini ry'Ikiyuda ('kugwa'). Ivyiyumviro vyabo vyari bimwe. Bari kure yo kuba abigisha bari bakwiye kuba muri kirya gihe. Igihe batari bashoboye kwigisha, ntibatuma kandi ntibatumwa nk'abajanabutumwa.

---

78 Heb. 13:13
79 Ivyak. 7:51-53
80 7:54-60
81 Ivyak. 8 & 10
82 Kuva mu Vyak. 13 kubandanya
83 Heb. 1:1 (abavugishwa)
84 1:2; 3:1
85 1:3b; Ivyah. 3:21
86 Heb. 1:13; Yoh. 20:21b
87 Heb. 2:3b
88 5:11-13

Amashengero afise amatati y'ivyisi ntazokwitanga mu kwegeranya uburyo bwo gutuma abajanabutumwa.

Ibimenyetso n'ibitangaza vyakurikiye igikorwa ca Yesu,[89] Pawulo yerekanwa nk'intumwa[90] – ni ukuvuga uw'igikorwa c'umujanabutumwa – kandi gishingiye ku ngabire za Mpwemu.[91]

Nimba n'Umujanabutumwa Akomeye yari akeneye 'gutungana biciye mu mibabaro',[92] n'abajanabutumwa ba kino gihe ntibashobora kugira ubuzima bworoshe na bo. Umuntu ni umujanabutumwa w'ukuri, ababara kubwa Bibiliya kubwo kwagura Ubwami bw'Imana, canke si uw'ukuri.

Turabona igicapo ciza c'ukuntu Yesu yamanutse ava mw'ijuru aza mu mico y'isi,[93] yikorera ubumuntu n'imibabaro yose ibiherekeza. Yabwirizwa kumera nka barumuna biwe, nk'uko abajanabutumwa bakwiye kumera nk'abantu babo bashaka[94] – kugira ngo bakure ubunyamahanga bwose mu butumwa bwiza bavuga. Kristo yatanze ubuzima bwiwe kubo akiza; abajanabutumwa na bo bakwiye gukora nk'uko ku bo bashaka gushikira.

'Nuko rero … bene Data *abasangiye ihamagarwa riva mw'ijuru* ni mwitegereze Yesu, *intumwa* …'.[95] Canke: kubera ko mufise umuhamagaro umwe, kurikira akarorero kiwe, ube uwatumwe nka We, nk'umwizigirwa mu gushitsa umuhamagaro wawe ku mahanga nk'uko Yari ameze.[96]

Intsinzi y'ijanabutumwa canke ivugabutumwa si iyo kuzana abantu mu *ntango* yo kwizera gusa – kubahindura abizera – ahubwo ibafasha kubandanya gushika ku muhero – guhindura abantu abigishwa.[97]

---

89 2:4
90 Raba 2 Kor. 12:12
91 Raba 1 Kor. 12:7-11
92 Heb. 2:10; 5:8
93 2:14-18. Iki gice kirasa mu mpwemu n'ico mu b'I Flp. 2:5-11
94 Mw'ijanabutumwa ibi vyitwa 'igikorwa co kwigira umuntu', nko 'kuvukira mu mico utamenyereye' neza neza – nk'uko Yesu yari.
95 Heb. 3:1 (indome zikitse)
96 Luka 2:30-32; Yoh. 17:4
97 Heb. 3:14-19

Abakijijwe barashobora kugwa ariko abigishwa bazohagarara. Abisirayeli *batanguye* urugendo si bo bashitse mu Gihugu c'Isezerano ariko ni bake *babandanije*, nka Yosuwa na Kalebu *baruheraheje*. Ubu butumwa bwasubiwemwo kenshi.[98]

Abigishwa bakeneye kumenya ko ata kintu kinyegejwe Imana kandi ko bose bazobazwa ivyo bakoze mu buzima.[99] Kubw'ivyo dukwiye kubaho ubuzima bwejejwe.[100] Pawulo yashikanye 'Abanyamahanga ku *kwumvira* biva mu kwizera'.[101] Guhindura abantu kuba abigishwa ata kwumvira ntaco bimaze.

Abaheburayo gifise ubutumwa bukomeye ku bantu bose biyumvira ko bakeneye kuzana ibimazi vy'ibikoko canke gusaba ba sogokuruza ngo babasabire. Yesu yahagaze ku ruhande rwacu, aduhuza n'Imana rimwe rizima. Turi kumwe na *We* ntaco dutinya.[102] *Tutamufise* ntidushobora *kwinjira* mw'ijuru;[103] turi *kumwe* na We ntidushobora *kuribura*. Yesu ni inzira y'Imana; turi kumwe na *We* nta kindi kintu dukeneye kubwo agakiza. Kristo arahagije; ikintu cose twongera kuri We kizodukura kuri We.

Ugukura no kugwira birajana.[104] Abakomoka mw'isi y'umubiri no mw'isi y'impwemu basezeraniwe Aburahamu.[105] Yabaye se *w'ubwoko bwiwe* kandi w'abizera bose bavuye mu *mahanga*. Yari ashaje igihe Isaka yavuka kandi n'Ishengero ritari iryo mu Burengero ryari rimaze gusaza. Ubu ni igihe *cabo* co kuvyara abana bo mu buryo bw'impwemu mu mahanga. Twoshobora kuvuga mu majambo yacu 'abigisha' nka '… muri iki gihe mwebwe, mutari abo mu Burengero, mukwiye kuba *abajanabutumwa* …'?[106]

---

[98] 4:2,6; 6:4-6

[99] 5:13; 9:27

[100] 12:14; Mat. 5:8

[101] Rom. 1:5 (indome zikitse)

[102] Heb. 4:15,16; 6:20; 8:6; 10:19-22

[103] Yoh. 14:6

[104] Gereranya Heb. 5:14 na 6:1 co kimwe na 6:14

[105] 6:13; Ita. 12:1-3

[106] Heb. 5:12. Inyigisho ni inshingano z'ijanabutumwa kw'isi, Mat. 28:20a

Igice ca gatandatu kivuga ubutumwa bumwe.[107] Ishengero ritari iry'abera 'ryaguweko n'imvura' hanyuma ritanga ivyimburwa *vyaho*. Imana ntiyibagira ivyo. Yamara, ahanini ryananiwe no gutanga umwimbu mu *mahanga*. Kuri iyo mvo wasanga nyinshi ari ingumba, bica bisigura mu ruhande rumwe ubukene ku migabane imwimwe yo mu Buraruko.[108] Ubu ni igihe cabo co kwishira mu gikorwa mu gukiza ubwoko bw'abantu butarumva ubutumwa bwiza.

Kera, Abalewi barashobora kwakira ibigiracumi bivuye mu bantu. Ingingo ngenderwako zo mw'Isezerano Risha ni: umuntu wese akorera ubutumwa bwiza ashobora kubaho kubera bwo. Ibi ntibibabarira abantu bakorera ubutumwa bwiza kureka *gutanga* ibigiracumi. Rimwe na rimwe bibona nk'abaguma *bakira* imisi mikuru. Abakozi b'Abakristo b'umwanya wose, nk'Abalewi, bakwiye na bo gutanga ikigiracumi.[109]

Ingingo ngenderwako zo mw'Isezerano rya Kera, ibimazi n'amategeko vyashizweho n'Imana, ariko inyuma y'igikorwa ca Kristo kw'isi, amabwirizwa uko yakoreshwa mu *migenzo* yayo yarashaje kandi azokamangana'.[110] Ni ko bigenda mu madini yo mu moko, atashizweho n'Imana. Nta migenzo canke ibimazi vyayo bishobora kwongera ikintu na kimwe mu gukorera Kristo. Igihushane: ibi birongorera abantu kure yiwe kandi ntibishobora gukuraho ubwoba bw'impwemu mbi canke kweza umutimanama wicira urubanza. Kubw'ivyo, mu kuvuga ubutumwa no mu bikorwa, Ubukristo butari ubwo mu Burengero bukwiye kureka kuvanga ivyizerwa, ugusenga ibigirwamana, kuko Kristo arahagije kandi nta kindi gikenewe iruhande yiwe atari agakiza.[111]

Kristo yaje gukora ivyo Imana ishaka.[112] Ni yo mpamvu Imana yamutumye. Co kimwe na Yesu, natwe yaraduteguriye ibikorwa vyiza. Imbere yo kuvuka kwacu, Yateguye bidasanzwe 'igikorwa' c'ubuzima bwacu. Dukwiye kuyibaza imigambi yayo iyo ari yo.[113] Izotubwira, nitwumvira nka Yesu.[114]

---

[107] Heb. 6:7-10
[108] Gereranya na Zab. 67:6,7
[109] Heb. 7:6,9; gereranya no Guh. 18:26,28,29
[110] Heb. 8:13
[111] 9:8-10,15; 10:9; 12:22-24; 13:8,9
[112] 10:7 vyanditswe bivuye muri Zab. 40
[113] Efs. 2:10; Zab. 139:16,17
[114] Heb. 10:9a,35,36

Mu Baheburayo harimwo abantu b'abajanabutumwa nk'amabuye y'agaciro. Mw'ijanabutumwa, harimwo abantu banini na batoyi. *Batoyi* ni Abeli, Henoki, abavyeyi ba Mose, ubwoko bwa Isirayeli na Rahabu.[115] *Banini* ni Nowa, Aburahamu, Isaka, Yakobo, Yosefu na Mose.[116] Bose basangiye umushinge w'ivyo bizera.[117] Ivyigwa vyinshi n'uburorero birashobora kuva mu buzima bwabo kubwo abajanabutumwa b'iki gihe.

Ijambo 'kubw'ivyo' rihuza iki gice n'igikurikira. Duterwa intege kwitwara nk'abantu bavuzwe ubwa mbere,[118] bose bari bafise *inshingano* zabo. Tubwirizwa gusiganirwa ivyo twasizwe imbere,[119] dushitse igikorwa cacu no kwihangana dutumbereye Yesu, we karorero kacu, twiteguye kubabazwa no kurangiza igikorwa cacu nk'uko Yabikoze.

Twigira kuri Esawu[120] ko, iyo abantu bemereye ukwifuza kwabo kwa kamere, batakaza iragi ryabo[121], ni ukuvuga umuhamagaro wabo janabutumwa watanzwe n'Imana.

Kureka imigenzo n'ingeso z'imico y'amadini yo mu bwoko biragoye. Bishobora gusigura: kwirukanwa mu kibano no mu busabane. Bishobora kuzana ukumaramara no guhamwa bivuye mu miryango no mu bwoko. Yamara, umwanditsi avuga ko ata bundi buryo buriho. Umuntu akeneye guca kubiri n'inzira za kera, 'ja hanze y'ikambi' hanyuma 'wihanganire agasuzuguro Yihanganiye'.[122] Ubuzima bwo kw'isi si ijuru; igisagara cacu co mw'ijuru ntikiraza. Nk'abajanabutumwa dutera intege abigishwa bacu gukurikiza iyi ngingo, kubwira ubutumwa imiryango kuruta umuntu ku muntu.

---

[115] 11:4,5; 11:23; 11:29,30 na 11:31 neza neza
[116] 11:7; 11:8-12; 11:20; 11:21; 11:22 na 11:24-28 neza neza
[117] 11:1-3,6,13-16,33-40
[118] 12:1-3
[119] Raba isano n'uburyo umujanabutumwa Pawulo yasiganywe, 1 Kor. 9:24-27
[120] Heb. 12:16,17
[121] Muri Zab. 2:8 amahanga avugwa nk'iragi kuri abo bashitsa igikorwa cabo kuri bo
[122] Heb. 13:13,14

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni izihe ngaruka zitumbereye, nziza z'urupfu rwa Stefano?*
2. *Erekana ibibazo bitatu abizera b'Abaheburayo bari bafise, vyatumye biba ngombwa kwandika iki cete.*
3. *Ni ibihe bimenyetso biranga abajanabutumwa b'ukuri?*
4. *Sigura igice mu Baheburayo kivuga neza insiguro y'igikorwa ca Yesu co kwigira umuntu.*
5. *Erekana impamvu guhindura abantu abizera bidahagije, hamwe n'ibikenewe gukorwa inyuma yo guhinduka.*
6. *Abantu bakira ibigiracumi bakwiye na bo gutanga ikigiracumi? Sigura impamvu bakwiye canke badakwiye, wisunze aho tubisanga mu Vyanditswe vyera.*
7. *Ni izihe ngaruka zo guca kubiri n'amadini yo mu moko?*

## *6. Yuda*

Icete ca Yuda, icanyuma mu Vyete Rusangi, cerekana vyinshi bihuye n'icete ca 2 ca Petero. Bompi berekereza ku bigisha b'ibinyoma. Petero aragabisha ko bariko baraza – avugira mu mwanya wa kazoza.[123] Yuda avuga ko baza bari mu bantu.[124] Ibi vyerekana ko Yuda yanditse inyuma cane ya Petero, canke ko bompi bakoresheje agapapuro ko kurwanya abigisha b'ibinyoma gashobora kuba karanditswe n'uwundi muntu. Biragoye kuvyemeza neza ariko nta mpamvu yo gukekeranya ukuri kwa buri cete.

Yuda arwanya uburyo bwa mbere bwo kuvanga ivyizerwa (Gnosticism). Green atanga ibi bibaranga:[125] abavanga ivyizerwa (gnostics) bahakana ubwami bwa Kristo, basuzugura amabwirizwa kandi bakamamaza umwidegemvyo; bashimikira ku bumenyi budasanzwe, barakengerana kandi bamaramaza abarongozi b'amashengero 'batigeze bashirwa ahabona' kandi bumva ko basumba abantu bafise ubumenyi buke canke ihishurirwa; bagaragaza ko badashaka kumenya ivy'abamarayika,[126] barema amacakubiri, bashigikira ukwifuza kandi bahirikira Ubuntu bw'Imana mu busambanyi: bavuze ko 'ibijanye n'umuyaga (pneumatic)' nyavyo, bidashobora kugirwako ingaruka n'ivyo umubiri ukora, mu yandi majambo: idegemvye mu kubandanya ukora ivyaha; bumva ata gikorwa bafise co kwubaha abategetsi atari abasirikare canke ba ekleziya, bigisha ko agakiza kabo kamaze kwuzura kandi ko batiteze ibijanye n'igihe c'iherezo co gucungurwa burundu. Inyigisho mbi zisa, nk'izo Abanikolayiti,[127] zari mu mashengero yo muri Aziya.

Mu mirongo 25 ya Yuda, 15 ikora ibangikanye na 2 Petero kandi imirongo ya 1-3 na 19-25 gusa niyo itandukanye: Yuda 4-18 hafise vyinshi hahuriyeko na 2 Petero 2:1-19.

---

[123] 2 Pet. 2:1-3
[124] Yuda: 4
[125] Green, 1970:39
[126] Inyigisho zerekeye abamarayika
[127] Ivyah. 2 & 3

Petero arasigura neza mu majambo yiwe kandi adakoresheje ayandi makuru yemewe, mu gihe Yuda we avuga bike kandi bivugwa ko yavyanditse abikuye muri Apocrypha (agatabu gakekwa ko kadakwije ibisabwa).[128]

Ikibanza ca Yuda mw'Isezerano Risha, imbere y'Ivyahishuriwe Yohana, ni ngirakamaro. Mu misi ya nyuma hazobaho ukwiyongera kw'inyigisho z'ibinyoma[129] co kimwe no guhemukiranira hamwe no kuba kure y'abera.[130] Yuda aragabisha ku vyabaye bigeze ku kanyuma mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana kandi bimaze kuba ngirakamaro cane muri iki gihe.

Yari yashatse kwandika ku kindi kintu[131] ariko yumva akwiye ahubwo kuvuga kuri izi nyigisho z'ibinyoma. Rimwe na rimwe abajanabutumwa barakeneye guhindura uburyo bwabo, imigambi, inyigisho n'ubutumwa kugira ngo babandanye kuba ngirakamaro ku bantu babo ku bijanye n'ivyo bakeneye. Abigishwa ntibategurwa nk'uko bikwiye n'abigisha bagendera ku mafarasi yo kwinezereza y'ivyigwa ndoramana.

Abigishwa babwirizwa kwiga guharanira ukwizera kwabo.[132] Hariho intambara ahantu ho mw'ijuru,[133] na yo yigaragaza imbere y'abigisha b'ibinyoma. Bisaba intambara yo mu buryo bw'impwemu kugira ngo duhangane n'ubushobozi bwazo. Ukwizera kworoshe, kwo mw'ijuru kuzotsindwa n'ingabo z'abansi bo mu buryo bw'impwemu hamwe n'abakozi babo b'abantu. Guharanira ukwizera bisaba kumenya gutandukanya impwemu, gusenga, kwinginga, kumenya neza Ijambo ry'Imana, kugumya ubuzima bwejejwe no gutinyuka kuvuga urwanya icaha n'ikibi.

---

128 Green avuga ko Yuda: 9 yahanditse ahakuye muri 'Assumption of Moses' kandi umurongo wa 14 yawukuye mu gitabu 'Book of Enoch' (Green, 1970:48-50). Abandi baharira kuri ibi (raba akarorero: The%20Apocryphal%20Books%20The%20Assumption%20of%20Moses%20na%201%20Enoch_files/The%20Apocryphal%20Books%20The%20Assumption%20of%20Moses%20na%201%20Enoch.htm

129 1 Tim. 4:1-3a

130 Mat. 24:4,5,10,11; 2 Tes. 2:1-12

131 Yuda: 3a

132 :3b

133 Efs. 6:10-20

Yuda avuga ati, 'mwiyubake ku … kwizera',[134] si 'ukurindira gushika igihe uzotembererwa ngo wubakwe'. Ateza imbere kwibera mu mpwemu: raba ubuzima *bwawe* bw'impwemu.

'Kurokora abandi … no kubakiza',[135] bivuga icifuzo co kugenda hanze ugakiza abazimiye. Ibi bikwiye kuba inyifato y'umutima ku banyeshengero bose, nimba bafise uruhara mw'ivugabutumwa ryaho canke ijanabutumwa ndengamico. Gukiza abandi ntibikwiye kuba igikorwa ca *bake* ahubwo ibe inyifato ya *bose*.

Agakiza k'abantu kazoheraherezwa imbere yabo n'Umwami 'atagira igicumuro'.[136] Abantu bagarukanywe mu bucuti bwiza n'Imana bazoyihimbaza banezerewe[137] kuko ari co baremewe.[138] Bazoba 'batashe I muhira' kandi barakijijwe kugira ngo bitabirire intumbero y'Imana kuri bo. Turabona rero ko inyishu ya nyuma y'ivugabutumwa n'ijanabutumwa ari uguha Imana icubahiro, nk'uko Yuda aheraheza abivuga neza.[139]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Woba ubona ingaruka zo kuvanga ivyizerwa mw'Ishengero ryanyu? Nimba biri uko, erekana ibibiranga.*
2. *Vuga ibintu bibiri ngirakamaro biranga igihe c'iherezo.*
3. *Ni gute abajanabutumwa bashobora kuguma bafise akamaro ku mugwi w'abantu bakorera?*
4. *Erekana mu majambo yawe ico 'guharanira ukwizera' bisigura.*
5. *Ni iyihe nyishu ya nyuma y'ivugabutumwa n'ijanabutumwa?*

---

[134] Yuda: 20,21
[135] :23
[136] :24; 1 Tes. 5:23,24
[137] Yuda: 25
[138] Ivyah. 4:11
[139] Yuda: 25

## 7. Yohana wa Mbere

Ni iyihe Mana tuvuga?[140] Ni Iyo muri Yo hatagira umwiza na mukeya kandi Ifise inyungu zacu ku mutima? Canke twivanga mu vyiyumviro vy'umutegetsi yashavuye, umuyobozi w'ishure rikomeye, umunyabushobozi yiyumvira cane ku makosha yacu kandi ategura kwihora? Benshi bagwana n'amashusho y'Imana nk'ayo yanduye. Kugira ngo dutahure Uwo Imana iri dukeneye kuraba Yesu:[141] umugwaneza, afise impuhwe, yihangana, yiteguye kandi afise ubushobozi bwo gukiza, aremesha, atanga kandi yigisha. Yanka uburyarya,[142] kuko bunyegeza icaha kandi bugahitamwo kwigira ico butari.[143]

Ubushobozi budasanzwe bw'agakiza k'ubutumwa bwiza buravugwa cane:[144] nta gakiza kariho hanze ya Kristo, ari We nzira yonyene ija kwa Data[145] n'ubuzima budashira.[146]

Intumwa ishaje iratahura ko idashobora kubandanya yigisha amashengero ibihe vyose. Kubw'ivyo yigishije abigishwa biwe kwisunga amavuta ya Mpwemu Yera, mu gihe ata bigisha b'abantu bakiriho.[147] Abajanabutumwa bakeneye gukora nk'uko: kwigisha abigishwa kwisomera Bibiliya ubwabo no kuyikoresha mu bihe vyabo, barongowe na Mpwemu.

Impanuro zo kuguma muri We[148] ziradusaba, kumwe n'ukugaruka kwa Kristo, ko ubuzima bwa Gikristo atari *ugutangura* neza gusa, ariko kandi no *kurangiza* neza. Ibi bituma twizera kandi tutamaramara.

Gutanga ubuzima bwacu kubwa bene Data nk'uko Yesu yabikoze[149] ntibisigura urupfu rw'umubiri *gusa*, ariko kandi: *kubaho* ubuzima bwacu,

---

140 1 Yoh. 1:5
141 Yoh. 14:8-10
142 Uburyarya bwari kimwe mu bintu bibi cane biranga abarongozi bo mu buryo bw'impwemu bo mu gihe ciwe, raba ak. Mat. 23:1-30
143 1 Yoh. 1:6; 2:9
144 2:23
145 Yoh. 14:6
146 1 Yoh. 2:25
147 2:20,27
148 2:28

dukorera bene Data bacu mu ngendo y'urukundo rwo kwitanga, tukabashira hejuru cane kuturusha. Ariko dushika he? Mbega tuzotanga amazu, imyuga, ubuzi n'imishahara kugira ngo dushikire abatarizera? Yesu ivyo yarabikoze: Yaje nk'umujanabutumwa[150] yongera aradupfira igihe twari tukiri abanyavyaha.[151] Rero, ukwizera gukwiye gusigurirwa mu bikorwa.[152]

Gusuzuma impwemu[153] biroroshe ku bagororotsi. Ikibazo si: *twoshobora* kuzitandukanya, ariko ni mbega tuzoca *tubaheba* tumaze kumenya ko ari ibinyoma? Yesu yavuze ko Mpwemu Wiwe azoturongorera mu kuri kwose.[154] Kubw'ivyo, nitwamubaza tuzobimenya.

Yohana yanditse ati 'Umuntu wese akundana yavyawe n'Imana kandi azi Imana'.[155] Nubwo urukundo rubonekera mu bikorwa vy'ubugwaneza, ntidushobora kwiyumvira kubatarakizwa bakorana ubugwaneza nk'abavyawe n'Imana' kubera gusa imibereho yabo. Nta 'nzira y'ibikorwa vyiza' ikiza abantu ivyaha; ukwizera Kristo gusa ni kwo kubishobora. Yakobo avuga kandi ko ukwizera nyakuri kubonekera mu bikorwa vy'urukundo, ariko ivyo vya nyuma ntibishobora gusubirira ivya mbere. Insiguro nziza y'urukundo' ishobora gutangwa neza nk'umuntu wese akunda [Imana cane kuruta uwundi muntu canke ikindi kintu] yavyawe n'Imana' (ako niyongereyeko). Umwitwarariko w'ikibano twita 'urukundo' ushobora kuba atari urukundo na gato ahubwo ari ibikorwa, vyandujwe n'impamvu zo kwikunda. Yohana ashimangira ijambo ryiwe mu guhuza urukundo na kamere yubaha Imana.[156]

Ubundi buryo bwo kumenya urukundo nyakuri ni ukutagira ubwoba bwo guhanwa.[157] Umuntu wese afise umutekano mu rukundo rw'Imana ntatinya igihano cayo, uburyo ubwo ari bwo bwose dusiguramwo imibabaro yacu.

---

[149] 3:16
[150] Flp. 2:5-11
[151] Rom. 5:8
[152] 1 Yoh. 3:17,18
[153] 4:1-6
[154] Yoh. 16:13
[155] 1 Yoh. 4:7
[156] 4:8-10
[157] 4:18

Twese turakeneye indero,[158] ariko *igihano* cacu Imana yagisize kuri Yesu.[159] Nimba tumwizeye ntidukwiye gutinya uburake bw'Imana. Iyo ni inkuru nziza abajanabutumwa bakwiye kugaragaza: amahoro ku Mana[160] kubwa Kristo, ntuze usubire gutinya ikintu na kimwe, ntuze usubire.[161]

Igikurikira, Yohana ashira ahabona amadini y'ibinyoma. Benshi bavuga ko bakorera 'Imana', ariko 'Imana' irashobora gufita amasura atandukanye. Igikenewe n'uburyo umuntu yiyumvira ku Mwana w'Imana, Yesu.[162] Nubwo Yakunze isi ku rugero rwo gutanga ubuzima bwiwe kubwa yo, iramwanka. Kwanka Yesu, guhakana ukubaho kwiwe canke gutandukanya Ubumuntu n'Ubumana bwiwe, bisigura kwanka Imana. Bamwe mu bajanabutumwa batinya ko guhangana n'abinjira mu madini banka bishobora kubatwara ubuzima. Abajanabutumwa bakeneye impwemu y'uwahowe Ijambo ry'Imana (umu maratiri) kugira ngo bashikire ubwoko bw'abantu butarashikirwa!

Ikiranga Ubukristo nyakuri ni icemezo c'agakiza.[163] Nta muntu n'umwe arabwa na bike. Imana iguma ku *mategeko* yayo ('izere Umwami Yesu') n'*amasezerano* yayo ('uzokizwa').[164] Igumya uruhara rwayo muri ayo masezerano, Ititaye ku gukekeranya kwacu, kuva ku bumenyi buke bwa Bibiliya. Abajanabutumwa ntibashobora *gufata* nk'uko abigishwa babo bafise ico cemezo; *dutegerezwa* kubigisha ibice vy'ivyanditswe bibivugako.

Impamvu imwe ituma bamwe babura icemezo c'agakiza nuko biyumvira ko bakoze icaha kitababarirwa.[165] Yesu yavuze icaha nk'ico kimwe gusa, cakozwe n'abafarisayo n'ibigirankana igihe bashira ibikorwa vya Yesu, vyakozwe na Mpwemu w'Imana, ku murwanizi. Vyitwa 'kurogota kuri Mpwemu Yera',[166] ni co caha conyene kitazobabarirwa kuko biharurwa kandi bisubirwamwo ko ari ukwirengagiza ukuri, bitakozwe n'*abizera* ariko

[158] Heb. 12:5-11
[159] Yes. 53:4-8
[160] Rom. 5:1
[161] 8:31-39
[162] 1 Yoh. 5:1
[163] 5:10-13,19a
[164] Kandi: 4:14-17; Yoh. 3:16,17; Ivyak. 2:38;16:31; Heb. 10:19-22 n'ahandi
[165] 1 Yoh. 5:16b
[166] Mat. 9:34; 12:22-32

vyakozwe n'*abatarizera*. Bacumuye n'ibigirankana mu kurwanya umutimana wabo 'bakunze umwiza kuruta umuco'.[167] Ibi ntibibabarirwa kuko ni ugukomantaza umutima wo kwihana.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni nde abigishwa ba Kristo bakwiye kwisunga nimba bashaka gutahura neza ivyanditswe?*
2. *Sigura uburyo dushobora gutanga ubuzima bwacu kubwa bene Data bacu, nk'uko Yesu yabikoze, tutiyumviriye gupfa.*
3. *Kubwa nde vyoroshe 'gusuzuma impwemu' kandi kubera iki?*
4. *Sigura ico aya majambo ya Yohana asigura 'umuntu wese akundana yavyawe n'Imana kandi azi Imana' – hamwe n'ico adasigura.*
5. *Sigura impamvu tudakwiye gutinya igihano c'Imana, nk'uko woba uriko urasigurira uwutarizera.*
6. *Kubera iki abajanabutumwa bakeneye impwemu y'uwahowe Ijambo ry'Imana (umu maratiri)?*
7. *Ni gute woshobora gusigurira uwizera w'izina ko bishoboka ko yogira icemezo c'agakiza?*
8. *Sigura ico Yesu yashatse kuvuga igihe yavuga ku 'caha kitababarirwa'. Ni nde yakoze ico caha?*

167 Yoh. 3:18-20

## 8. *Yohana wa Kabiri & Gatatu*

Yohana ahanura abasomyi biwe kwegerana mu rukundo no mu kuri, ivyo we nyene ari akarorero.[168] Urukundo rwa Kristo ni icemeza ku mujanabutumwa cerekana ko ari We yamutumye.[169]

Ishengero Yohana yavuze rishobora kuba ryari rimaze imyaka myinshi, yamara ubumana bwa Kristo bwari bukwiye gushimangirwa kandi[170] no kuburira ababihakana.[171] Kumwe n'iki cigwa nyamukuru Yohana yashaka guhagarika inyigisho z'ibinyoma. Ndetse no mu mashengero yigishijwe neza inyigisho mbi zirashobora kwinjira. Igihe cose abajanabutumwa bafise uruhara ma mashengero batanguje, bari bakwiye kuburira kwirinda abo babivyi b'ivyatsi bibi.[172]

Yohana yaranezerejwe na 'bamwe…bagendera mu kuri',[173] bivuze ko abandi bo muri iryo shengero atariko vyari biri. Yaburiye intama ziyerera muri rusangi.[174] Nta mbabazi yagiriye abigisha b'ibinyoma, abo yise abayobeza kandi bagwanya Kristo (antikristo).[175] Imvugo yiwe ikaze itwibutsa amajambo Yesu yakoresheje arwanya abafarisayo.[176]

Yohana asubiramwo umuhamagaro wiwe wo kwumvira:[177] ntuzokwigera wumvira kiretse nimba wemezwa ko bikenewe. Ivyo bishika gusa iyo ufashe inshingano, iranga abigishwa badaha 'akazi' Kristo gusa nk'Umukiza ahubwo bamwumvira mu kuri nk'Umwami wabo. Umuntu wese adashitse kuri ibi aragwa iyo uguhamwa kubaye.[178]

---

168 2 Yoh. :1
169 Yoh. 13:35 'Ni mwagiriranira urukundo, ni ho bose bazomenya ko muri abigishwa banje'
170 2 Yoh. :3
171 :7-11
172 Mat. 13:24-30,36-43
173 2 Yoh. :4
174 :8,9a,11
175 :7
176 Mat. 12:34; 15:7-9; 22:18;23
177 2 Yoh. :6, gereranya na 1 Yoh. 2:3-6; 3:22,24; 5:3
178 Mat. 13:5-7,20-22

Yohana atandukira inyigisho ivuga ngo, 'ukijijwe uzokwama ukijijwe':[179] 'umuntu wese *ataguma* mu nyigisho za Kristo ntafise Imana'. Birashoboka ko wirengagiza izo nyigisho utavyitayeho canke uhisemwo hanyuma ugatakaza agakiza kawe. Ukuvanga ivyizerwa (Gnosticism) kwa mbere kwigisha ukwifuza n'ubusambayi, kandi ko ata mpembo iriho kubwo kubaho wejejwe kuko agakiza kadashobora gutakara. Ariko agakiza ni ak'umuntu wese ashikamye gushika kw'iherezo.[180] Kubw'ivyo, ntidukwiye gukora ivugabutumwa hanyuma ngo dusige abizeye bashasha ku bikoresho vyabo, kuko 'bakizwa rimwe rizima'. Abantu nk'abo barashobora gusubira inyuma mu gihe habuze ugukurikiranwa mu nyigisho, kandi ntibabe bacizera.

Yohana ntariko aravuga ko dukwiye guheba kwitonda bisanzwe ku bantu bavuga ko ari Abakristo ariko bibesha mu nyigisho.[181] Avuze ngo 'ntimuze mubakire mu nzu zanyu' aba ashatse kuvuga ati, 'ntimubahe akaryo ko gushikira abanyeshengero banyu'. Ibi birahuye n'iyindi mirongo.[182] 'Guha ikaze' umwigisha w'ibinyoma bisigura: kwemeranya n'inyigisho ziwe. Abarongozi badahagurukira kurwanya abigisha b'ibinyoma bahinduka abafatanije na bo.[183]

Kimwe mu munezero w'igikorwa c'umujanabutumwa ni amahirwe yo gutembera agahura n'abantu.[184] Kubwa Yohana, kuvugana imbonankubone bigira akamaro cane mu migenderanire myiza, kuruta kwandika gusa.[185]

Mu cete ciwe canyuma turabona ibintu bimwe bw'*ugufatanya* kw'*abajanabutumwa*.[186] Bene Data Yohana avuga batumwe bavuye mw'Ishengero ryiwe ryo muri Efeso bongera bagendera Gayo n'Ishengero ryiwe mu nzira, gutyo habandanya imigenderanire hagati y'ayo mashengero yompi. Aba bajanabutumwa batanze inkuru nziza yerekeye ubuzima bw'impwemu bwa Gayo n'uburyo yari yabafashije.

---

[179] 2 Yoh. :9 (indome zikitse)
[180] Mat. 10:22; 24:13
[181] 2 Yoh. :10
[182] :1,13
[183] :11
[184] :12
[185] Raba kandi 3 Yoh. :14
[186] :3-8

Iyi mfashanyo isa nk'aho yari igizwe no gutanga indaro no kworohereza urugendo, haba mu buryo bw'amafaranga, mu bikorwa canke vyompi.[187]

Nubwo aba bakozi bari abanyamahanga kuri Gayo, ntiyigeze yumva ko bamufashe ibisanzwe. Ahubwo, yumva ari amahirwe agize mu kubitwararika. Amajambo ya Yohana ngo, 'uri umwizigirwa mu vyo ukorera bene Data'[188] yerekana ingeso yizewe neza. Nimba gutanga indaro vyari *ingabire* ya Gayo ntavyo tuzi, ariko kwari *uguhitamwo* kwiwe. Yohana amutera intege yo kubandanya uko.[189]

Aba bajanabutumwa batumwe kuvuga Yesu mu Banyamahanga, ntibigeze babafasha. Kubw'ivyo bahanga amaso ubufasha buvuye mu bantu b'Imana.[190] Yohana ntavuga ko abajanabutumwa bakwiye kwanka ingabire zivuye mu batarizera. Harimwo 'intama' muri bo zizoshaka gufasha abajanabutumwa,[191] ata mugozi bazisizeko. Ingabire nk'izo ushobora kuzakira ushima cane kandi zikwiye kwankwa gusa igihe uwuzitanze agerageje gukoresha abakozi b'Imana na zo. Ni vyo ingabire zimwe zirashobora *kugenerwa* intumbero ziharije.

Avuze iterambere ryo gufatanya mu mubiri wagutse wa Kristo, akoresha ijambo 'twebwe'. Twari dukwiye gukorera hamwe kubwo ukuri.[192] Aha harimwo abajanabutumwa, Ishengero rya Yohana nk'abatumye hamwe n'Ishengero rya Gayo nk'aborosha bikorwa baho. Nimba bose uko ari batatu batanga intererano y'ivyo bashoboye, ugufatanya kw'abajanabutumwa nyakuri kuratera imbere.

Ikibabaje amashengero amwe afise 'Diyotirefe' hagati yabo: umuntu arwanya igikorwa c'ijanabutumwa.[193] Kurwanya Diyotirefe vyari bifise kamere mbi cane.

---

[187] :3,5,6a,7a,6,8a
[188] :5
[189] :6b
[190] :7,8
[191] Mat. 25:32-40
[192] 3 Yoh.:8
[193] :9,10

'Yakunda kwishira imbere, ntatwemere, yatuvuga amajambo mabi y'ubupfu kandi ntiyakira bene Data'. Urwanko n'ubugizi bwa nabi vyiwe vyari bikomeye cane ku baha indaro abajanabutumwa, ku buryo yabirukanye. Yohana yahisemwo kubagendera kandi ntiyaretse ngo iki gisebe kibore, kugira ngo harindwe n'ukwononekara kw'Ishengero mu nyuma.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ikihe cemeza kiranga umujanabutumwa?*
2. *Ni irihe kosha nyamukuru ry'inyigisho mw'Ishengero Yohana avuga?*
3. *Ni gute Yohana yita abigisha b'ibinyoma? Woba ubona ko bikaze?*
4. *Tanga iciyumviro cawe ku mvugo ngo, 'ukijijwe uzokwama ukijijwe'.*
5. *Kuvanga ivyizerwa (Gnosticism) kwigisha iki? Twoba tubibona muri iki gihe?*
6. *Ni iyihe ngaruka y'ivugabutumwa mu gihe udakurikirana abakijijwe mu nyigisho?*
7. *Ni ubuhe bufasha Gayo yahaye abajanabutumwa bamugendeye?*
8. *Abajanabutumwa boba bemerewe kwakira ingabire zivuye mu batarizera? Nimba ari vyo, hisungwa amategeko ayahe?*
9. *Ni izihe mpande zitatu Yohana avuga mu gufatanya kw'abajanabutumwa?*

## *9. Ivyahishuriwe Yohana*

Ihishurirwa ry'imigambi y'Imana ku bakozi bayo,[194] bidasanzwe nk'uko biri – cane cane iyo abamarayika babigizemwo uruhara – si ibidasanzwe. Ivyo tubona muri iki gitabu birakomeye cane, bikora kw'isi yose, harimwo n'abantu bose kandi bifitaniye isano n'igihe c'iherezo ry'ijanabutumwa kw'isi. Iyo Imana ihishuye umugambi wayo, Irashiramwo n'iherezo ryawo. Turabona ko Ihishura imigambi yayo ya *gute, ryari, hehe* na *na nde* ibikorwa bimwe vy'abajanabutumwa bikwiye kuberako. Ubwa mbere Yahishuriye Yesu imigambi y'ijanabutumwa, Pawulo na Petero,[195] ubu ni Yohana kandi mu nyuma bizoba no ku bandi benshi. Hatariho ihishurirwa nk'iryo twosanga twakoze ivyacu, twananiwe guhindura isi nk'uko twabishaka, twokoze dukurikije ivyo Imana Yahishuye. Dusaba Imana ngo iduhishurire imigambi yayo y'ijanabutumwa ikwiye kubandanya kandi ikomeye. Tutayifise ntaco dushobora gukora.[196]

Ikindi kintu ni: twoba twakoze muri kahise dukurikije ivyahishuriwe, canke twoba twaravyirengagije? Nimba ari vyo, ntidushobora kwitega kwakira ihishurirwa rishasha. Ihishurirwa ryiyongera mu gihe inyishu yo kwumvira yiyongereye. Bisigura: *kubona* no *kwumva* uburongozi bw'Imana, *kwiyumvamwo* ugutera kw'umutima wayo no *kwifatanya* na Yo. Hatariho ihishurirwa umuntu apfa kwiruka. Ihishurirwa ry'ukuri ni ukwemezwa, gukomeye guhagije gupfira. Hatariho ihishurirwa nta mujanabutumwa arokoka aho akorera. Ritandukanya nyene vyo n'umucangero.[197] Ihishurirwa ryose ritangurana n'uguhura n'Uwuhishura hamwe no guteza imbere imigenderanire na We.[198] Hatabayeho ihishurirwa ry'Imana nta n'umwe yoshobora kuba uwuhishurira abandi ubugombe bw'Imana.[199]

---

[194] Ivyah. 1:1
[195] Ak. Yoh. 5:19 (Yesu); Ivyak. 9:16; 13:2; 16:6-10; 27:23-26 (Pawulo); Ivyak. 10:9-20 (Petero)
[196] Yoh. 15:5b
[197] 10:11-13
[198] Ivyah. 1:4-18
[199] 1:19,20

Abajanabutumwa (intumwa) bagendera amashengero babwirizwa kuba biteguye gusuzumwa[200] n'abarongozi b'iryo shengero, kuko ari bo bafise inshingano z'ukubaho neza kwa ryo.[201]

Mpwemu Yera agereranywa n'amaso ndwi, ari zo Mpwemu ndwi z'Imana, zatumwe mw'isi yose'.[202] Incuro zibiri zavuzwe kuri ndwi zerekana urugero rukwiye rw'ijanabutumwa rya Mpwemu Yera, vyerekanwa n'amajambo 'yatumwe': Impwemu ndwi nta kintu na kimwe zirengagiza. Iki gikorwa c'Imana kiriko kirakorwa na Kristo, Umwagazi w'Intama Ufise 'amahembe indwi' – vyerekana 'ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi'.[203] Uku gushira hamwe gutanga uguserukirwa kw'ubwoko bw'imiryango yose kw'isi imbere y'intebe.[204] Biciye mu Mpwemu yayo Kristo arongorera Ishengero gushika kuri iyo ntumbero.

Igice ca gatandatu gishushanya ibintu bimwe bimwe vya kahise k'ijanabutumwa. Ubutumwa bwiza bwa Kristo bwagiye kwigarurira isi Amaze gutsinda urupfu.[205] Hanyuma, izi farasi zitatu zikurikira hamwe n'abazigenderako batangura gusenyura intsinzi y'uwa mbere.[206] Uwugendera kw'ifarasi *ya mbere* ni Umwami w'amahoro.[207] Inyuma yiwe, uwari kw'ifarasi *ya kabiri* araza, akuraho amahoro aca atanguza intambara.[208] Mu bisa n'ivyo, inyuma y'ubutumwa bwa mbere bwumvikanye ngo 'Ni jewe Mutsima w'Ubuzima',[209] *uwa gatatu* ateza inzara mw'isi.[210] Co kimwe, Yesu amaze gutsinda urupfu ku Musaraba, uwugendera kw'ifarasi *ya kane* ateza urupfu mu buryo budasanzwe.[211] Hafi y'iherezo ry'iki gitabu tubona igikorwa ciwe carangiye: ubu Afise abamukurikira benshi.[212]

---

200 2:2b
201 6,14-16,20
202 5:6
203 Mat. 28:18
204 Ivyah. 5:9; 7:9
205 6:1,2
206 6:3-8
207 Yes. 9:6; Yoh. 20:19,20
208 Ivyah. 6:3,4
209 Yoh. 6:35
210 Ivyah. 6:5,6
211 6:7,8
212 19:11-16

Muri kahise kose k'ijanabutumwa turabona ko, iyo ubutumwa bwiza buteye intambwe, ibitero vya Satani bica bigerageza gusenyura *igikorwa* c'Imana co kimwe *n'abantu* bayo.[213] Abajanabutumwa bari ku murongo w'imbere babwirizwa guhangana n'ibitero nk'ibi. Bazotsinda ni 'batakunda ubuzima bwabo … [gushika] ku rupfu'.[214] Ubugombe bwo kuriha ikiguzi ca nyuma kubwo ubutumwa bwiza burashobora kuba ikigwanisho ngirakamaro cane c'umujanabutumwa. Uku kwitegura gukwiye kuba ibintu bimwe biranga bene Data bose b'ukuri.[215] Igihe cose ubwo bugombe bwoba butaramenyerwa mu bizera, Ishengero ntiriritegura guhangana n'ibibazo vy'imisi y'iherezo.

Benshi mu bakozi b'Imana ntibazogiririrwa nabi kuko badomweko ikimenyetso,[216] ariko kw'iherezo benshi bazotanga ubuzima bwabo kubwa Kristo n'ubutumwa bwiza.[217]
Igihe umwimbu wose w'ijanabutumwa kw'isi uzoba winjiye,[218] umubivyi n'umwimbuzi bazonezeranwa hamwe[219] ariko ntihazobaho 5:9 & 7:9 ata 11:7 & 13:7. Inyuma ya vyose, 'abari mu ma kanzu yera' bavuye mu mubabaro mwinshi.[220]

Igice c'umwiza w'ijoro kiracaza. Umugore amaze[221] kuvyara umwana w'umuhungu,[222] yarindiwe mu kibanza gitekanye mu gihe c'imyaka 3½.[223] Nubwo igikorwa ciwe yakora gisa nk'igiheze ('ubugaragwa') arafise urundi ruvyaro: abantu baracavuka,[224] kuko bamwe muri bo bava mw'Ishengero ry'abahakanyi.[225] Intambara iravyuka[226] kandi bamwe baricwa, ariko batekanye mu buryo bw'impwemu.[227]

---

213 6:9-11
214 12:11b
215 12:10
216 9:4; 7:3
217 11:7; 13:7; Dan. 7:21
218 Ivyah. 5:9; 7:9
219 Yoh. 4:36
220 Ivyah. 7:14
221 Umugore ni ishusho y'Ishengero.
222 12:1,5 umwana w'umuhungu ni ishusho ya (birashoboka inyuma yo guhorwa Imana) abazoganza na Kristo.
223 12:6,14-16
224 12:17
225 14:6,7,14-16; 18:4

Abera bo mu misi y'iherezo babandanya kuvuga ubutumwa bwiza, ataco bitanga. Abantu barakomantajwe ku buryo batacihana.[228] Ijoro aho ata wugishobora gukora[229] ryaje kw'isi. Yamara, vyanka vyakunda, igikorwa c'Imana mw'Ishengero kw'isi yose kirabandanya[230] gushika aho ijwi ryaco rizocecekeshwa – nubwo atari igihe kirekire.[231] Bose bagarukana n'Umwami wabo, baraduzwa, baranyakurwa kandi barahindurwa, kugira ngo bashinge Ubwami bwiwe kw'isi.[232] Igikorwa ca mbere c'Umwami yagarutse hamwe n'ukuganza kwiwe[233] kizoba ari ugucira urubanza abansi biwe.[234]

Nk'uko Ishengero ry'abajanabutumwa rifitiye inyota buri muntu, buri bwoko, buri rurimi na buri hanga, ni ko umurwanizi n'igikoko co mu kiyaga bayifise.[235] Ibi vyaramaze kwibonekeza igihe Satani agerageza Yesu.[236] Hazoba intambara hagati yabo gushika kw'iherezo, igihe ubwami bw'iyi si buzoba bwahindutse Ubwami bw'Umwami wacu na Kristo wiwe.[237]

Intambara ya nyuma yatanguriye ikiringo c'imyaka igihumbi ni ukugenda n'intsinzi kwa Kristo hamwe n'ingabo ziwe. Turabona amashusho menshi y'Ishengero ry'ukuri mu Vyahishuriwe Yohana kandi ivyo bifitaniye isano n'ibikorwa vyayo bitandukanye:

Igikorwa *c'umugore*[238] ni ukuvyara. Uwa mbere muri bo ni *umwana w'umuhungu*, yahamagariwe kuganza, ari co kizoba igikorwa ciwe mu kiringo c'imyaka igihumbi.[239]

---

226 12:7
227 14:13
228 9:20,21
229 Yoh. 9:4
230 Ivyah. 10:7; 11:3-6
231 11:7,11,12 (n'ahandi)
232 11:15-17; 12:5; 19:6-9
233 20:4,6
234 11:18,19; 14:17 – 19:2,17-21; 1 Kor. 6:2a
235 Ivyah. 13:2,7b
236 Mat. 4:8,9
237 Ivyah. 11:15; 14:17
238 Ivyah. 12
239 Gereranya 12:5 & 19:15

Ikindi gikorwa ni ic'*umugeni*: igikorwa ciwe ni uguteza imbere imigenderanire y'urukundo n'Umwami.[240]

Igikorwa c'*ingabo* ni ugufatanya n'Umurongozi mukuru,[241] kurwanya abansi biwe.[242] Isano riri hagati y'umugeni n'ingabo ni imyambaro yabo.[243]

Hamwe n'igikorwa co kuganza,[244] umugambi w'Imana ku muntu[245] gushika ubu ni ukuri.[246] Gukuraho abansi ba nyuma[247] ibihe bishasha bitangure.[248] Kw'iherezo ryavyo hariho iyindi ntambara ngufi;[249] hanyuma tukabona akanyuma k'umurwanizi. Urubanza rw'intebe yera rurabaye[250] kandi Ijuru Risha n'Isi Nsha biribonekeje.[251]

Igikorwa c'Ishengero ni ukwitegura no kwitega[252] gukiza umuntu wese ashobora gukizwa.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Erekana igikenewe mu guhishurirwa, cane cane ku bajanabutumwa.*
2. *Ni ikihe gishobora kuba ikigwanisho ngirakamaro cane ku bajanabutumwa?*
3. *Ni ikihe giciro c'umubivyi n'umwimbuzi banezeranwa hamwe'?*
4. *Erekana uko ibintu bimeze kw'Ijoro aho ata wugishobora gukora'.*
5. *Erekana ibikorwa vy'Ishengero ry'igihe c'iherezo nk'umugore', nk'umugeni' kandi nk'ingabo'.*

---

240 19:7
241 19:11-14
242 12:7-12
243 19:8,14
244 20:4,6
245 Ita. 1:26,28
246 Ivyah. 22:5
247 19:17 – 20:3
248 20:4-6
249 20:7-10
250 20:11-15
251 Ivyah. 21 & 22
252 22:7-21

# Igice ca II

## Ivyigwa Ndoramana vy'Imibabaro

*Intangamarara*

Muri iki gice turaraba imibabaro Kristo yamenyesheje, nka kimwe kandi nk'uruhande rwo guhindura abamukurikira kuba abigishwa biwe. Tuzobona kandi ko uru rugero rw'imibabaro ari umwiteguro w'imibabaro mu gikorwa c'intumwa – ku bagihamagariwe. Ntidukwiye gufata ibi nk'inyandiko gusa zisanzwe kubwo imyaka iheze: abajanabutumwa b'iki gihe barashobora neza guhamagarirwa kwemera urwo rugero rw'imibabaro kubwo gukwiragiza ubutumwa bwiza.

Kimwe muri iyo mibabaro gishobora kuba ugufungwa. Ubu rero, imbere yuko wiyumvira ngo, 'Mbaye mu gihugu kirimwo umwidegemvyo, hano ntibagufungira ukwizera kwawe', ni vyiza kumenya ko n'ibihe utosimba canke ngo utekane mu buzima bwawe bishobora kuba nk'ibohero kuri wewe. Ikibazo rero kirahindutse, uburyo *wewe* utorera inyishu ibibazo vy'ibohero *ryawe*.

Tuzoca tubona rero uburyo intumwa zibiri zikomeye zigenjeje mu gihe co gufungwa kwabo – hanyuma dukuremwo ivyigwa muri bo ku bwacu.

Ubwa nyuma, twongeye kuraba kandi mu b'i Korinto ba kabiri, ntituraba gusa urutonde rw'imibabaro ya Pawulo, ahubwo tumenya ni ikihe ciyumviro (philosophy) yateje imbere muri yo.

Uzosanga ivyanditswe bitanu muri iki gice vyose bigize inyigisho zikomeye za Bibiliya zirwanya 'ubutumwa bwiza' bw'ubutunzi bwo muri iki gihe. Reka iki gice kigufashe kudatahura neza gusa iciyumviro ca Bibiliya ku mibabaro, ariko kandi kigutere intege kuyakira, aho kuyirwanya, nk'uko benshi babikora.

### 1. *Ikiguzi co Guhindura Abantu Kuba Abigishwa*

Uburyo bumwe bwo kuraba ukuntu Yesu yateguye abigishwa biwe bushobora kugirwa n'amajambo atatu 'kwumviriza', 'kuraba' … n'intambara'! Iyo turavye ibice vy'ubutumwa bwiza bwa Matayo, turabona igice co kwumviriza – mu gice ca 5-7, igice co kuraba – mu gice ca 8 & 9 hamwe n'igice co gutangura intambara mu gice ca 10. Dukurikije uko Yesu abibona, ibi bice nyene bishobora kuvugwa mu ncamake nka 'ndigisha' (5-7), 'ndabikora, ukaraba' (8, 9) hanyuma 'urabikora, nkaraba' (10) hagakurikira ikiganiro co gutanga ivyiyumviro.[253]

Ryari itegurwa, ntagereranywa n'umuntu n'umwe mu bukomezi muri kahise. 'Igice c'ishure ya Bibiliya' cagiye kure cane kuruta aho umuntu wese yoba amaze kwumva, nk'uko bigaragazwa n'amajambo ya Yesu ngo, 'Mwarumvise ko vyari vyaravuzwe … ariko jeho ndababwira …'.[254] Uko umuntu yari ameze mu buryo bw'impwemu vyari bikomeye cane kuruta uko ishure yo guhindura abantu kuba abigishwa yari iri kuva.

Urugendo rwakurikiye rwabaye urutangaje cane: Yesu yarakiza, yasenda abadayimoni kandi yarazura abapfuye, hagati aho yaguma yigisha ingingo z'Ubwami mu nzira kandi yaba ahantu hahatswe kuba nk'ubwato bumenetse. Igice c'ugutegurwa cari kigizwe no gutorera inyishu imishwano n'abantu bo hejuru mu buryo bw'impwemu hamwe no kurondera uwundi mwigishwa.[255] Iki gice kirangirana no guhamagarira vyihuse gusengera abakozi benshi – kandi cari igihe kidasanzwe aho abigishwa babaye inyishu ya mbere ku masengesho yabo ubwabo.

Kugeza ubwo habaye imibabaro mito canke ntaniyabaye ku bigishwa. Ivyo vyari bigiye guhinduka. Yesu yari aza yamaze kwerekana mu vyo yariko arasengera, ko Umwami w'iyimbura yari akwiye *kurungika* abakozi mu vyimburwa vyiwe (indome zikitse). Inyandiko y'Ikigiriki ntiyumvikana neza nk'iyicongereza: ijambo ryakoreshejwe[256] ryerekana ahubwo ko abakozi bari

[253] Luka 9:10
[254] Mat. 5:21,22,27,28,33,34,38,39
[255] Matayo ubwiwe (9:9)
[256] ΕΞΒΑΛΛΩ *(EXBALLOO)*

bakwiye *kwirukanwa* mu mirima. Rero, ikibazo nyamukuru c'ijanabutumwa *si* amafaranga, nk'uko benshi biyumvira, ariko ni ukudashaka kw'imitima y'abantu. Kubw'ivyo, *abigishwa* bakeneye kwiga kubabara, imbere yuko bitega kubabara nk'*intumwa*, canke ahubwo: nk'abajanabutumwa.

Imibabaro yo guhindura abantu kuba abigishwa ishobora kuvugwa mu ncamake n'amajambo ya Yesu ngo: 'Umuntu niyagomba kunkurikira, niyiyanke, yikorere umusaraba wiwe uko bukeye, ankurikire.'[257] Yesu yavuze ngo umuntu wese adakora nk'ivyo 'ntaba ankwiye'. Umuntu wese atikorera umusaraba wiwe uko bukeye, ashobora kuba mu bantu bakurikira Yesu rimwe na rimwe bari kure, ariko badashobora guharurwa mu bigishwa biwe, abo ategura cane. Umusaraba utegerezwa gushingwa cane muri buri gice cose c'ubuzima bw'umwigishwa.

Abigishwa bakeneye kwibaza bati *Ni igiki* gitwara vyinshi mu vyiyumviro vyanje vya buri musi? Yoba ari amafaranga, igihagararo, amagara meza, ukumenyekana, ubwiza, ubuzima bw'imibereho, icubahiro, amashure, izina, umwuga, umwanya, uburuhuko, gutsinda, ahantu hatekanye, siporo canke ibindi bintu vy'igihe gito? Barakeneye kandi kwibaza *Ni nde* amfitiye akamaro cane? Boba ari abavyeyi banje, ukureshanya, umuryango, abana, abagenzi, umwungere, uwo twubakanye, abo dukorana?

Nimba umwigishwa arondera ibi bintu mu buzima azobura ubwo ubuzima, ariko nimba yiteguye kubireka vyose kubera Kristo, azoburonka. Inzira imwe gusa y'umwigishwa yo kwama ivyamwa ni ukuba urutete rupfuye – atari mu buryo busanzwe bw'umubiri (nubwo kenshi bishobora kuba vyoroshe gupfira Kristo kuruta kubaho ku bwiwe …).

Gupfa mu buryo bw'umubiri si vyo bisabwa, ibisabwa ni ukwiyanka. Gupfa bisigura: kwishikanira Kristo muri vyose no kwemera ibizovamwo ata kwidodomba. Umuntu akijijwe gusa abona Yesu nk'Umukiza – kandi ni ko biri – ariko umwigishwa agira Yesu Umwami wiwe. Umwigishwa yiteguye *kurekura* uburenganzira bwiwe; umuntu akijijwe gusa azokora ibishoboka vyose kugira ngo *abugumane*.

---

[257] Luka 9:23; Mat. 10:37,38; 16:24

Umwigishwa yarize *kwakira ububabare* kubera Yesu; umuntu akijijwe gusa azokora ibishoboka vyose ngo *abuhunge*. Inzira y'akarorero ya kera iguma ari ukuri: 'nimba Kristo atari Umwami *wa bose*, si Umwami *na gato'*.

'Intambara' navuze kare itangurira mu mutima w'umwigishwa. Aho ni ho ahitamwo ingingo ziwe. Imyaka Yesu yamaze mu gikorwa yatanguriwe no guhangana n'umurwanizi mu bugaragwa. Iyo adatsindirayo n'inyuma yaho, ntiyari kwinjira mu gikorwa. Ibi biraraba n'abigishwa biwe. Kwihanganira ibigeragezo vy'isi, umubiri n'umurwanizi ni ibibazo bisanzwe vy'umwigishwa. Ibi ntivyoroshe ku mwigishwa wese akomeye. Rimwe na rimwe bisa nk'aho abantu bakeneye ihishurirwa ridasanzwe kugira ngo batahure akamaro k'imibabaro yo guhindura abantu kuba abigishwa.

*Yohana Umubatizi* ashobora kuba yarumvise inyigisho ya mbere ya Yesu,[258] aho yavuga ko yaje 'kubohora ababoshwe'. Ubu rero Yohana ariko arababarira mw'ibohero. Kuki Yesu atamubohoye? Mbega vy'ukuri yari We? Canke hariho uwundi yariko araza? Turatahura amakenga ya Yohana. Yesu yaramwijeje ko ari We kandi ko Yohana azogira amahirwe niyo atagira ico akora[259] kubwo imibabaro yiwe yagize kubwo Ubwami.

Canke dufate *Petero*. Yabitahujwe n'ihishurirwa ko Yesu ari Umwana w'Imana, ariko biraboneka ko akamaro k'imibabaro ya Kristo atari bwagahishurirwe.[260] Yari akibana n'ivyigwa ndoramana vyo mw'Isezerano rya Kera aho ata gutahura imibabaro y'abagororotsi vyabaho. Mu nyuma, Pawulo yagize ihishurirwa nk'iryo igihe Umwami yabwira Ananiya ko azokwereka Pawulo uko imibabaro izoba ingana akwiye kubabazwa kubwo izina ryiwe.[261]

Ngira ngo dukwiye kumara umwanya kanaka turimbura nimba koko turi abigishwa b'ukuri bemera imibabaro nka 'kimwe mu vyo yatubwiye'[262], gutyo tugashobozwa kubwo umuhamagaro wo hejuru w'imibabaro y'intumwa,

[258] Luka 4
[259] Mat. 11:6
[260] 16:15-23
[261] Ivyak. 9:16
[262] Yoh. 15:20; 16:33; 2 Tim. 3:12

canke ko twinyegeza mu bantu benshi bizera bari kure. Abantu bakijijwe gusa ntibazokwigera bahindura isi; abigishwa b'ukuri ni bo bazobikora!

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni mu buhe buryo 'inyigisho z'ishure ya Bibiliya' za Yesu zarenze ivyigwa ndoramana vyo mw'Isezerano rya Kera?*
2. *Ni ikihe gice ngirakamaro c'itegurwa ry'abigishwa caje inyuma y'igice c'ishure ya Bibiliya'?*
3. *Igice gikurikira cari kigizwe n'iki?*
4. *Ni ikihe kibazo nyamukuru c'ijanabutumwa kw'isi?*
5. *Ni uwuhe murongo ngenderwako ku bijanye n'imibabaro yo guhindura abantu kuba abigishwa?*
6. *Erekana itandukaniro riri hagati y'abakijijwe n'abigishwa.*
7. *Ni ibihe vyiyumviro bitari vyo Yohana Umubatizi na Petero bahuriyeko?*

## *2. Ikiguzi co Kuba Intumwa*

Imibabaro *y'intumwa* iraremereye cane kuruta imibabaro yo guhindura abantu kuba abigishwa, ku rwego rwo hejuru kandi ishingiye ku muhamagaro wo hejuru. Kristo afise abigishwa benshi, ariko bake gusa muri bo ni bo bahamagariwe igikorwa c'intumwa, canke ndabivuze noroheje: bake ni bo bahamagariwe kuba abajanabutumwa.

Turashobora kwongera kuvuga insiguro y'ijambo 'umujanabutumwa', kuko abantu benshi biyitirira iryo zina atari bo. Nashaka mvuge ingingo zimwe zimwe zo muri Bibiliya:

Bitandukanye n'ivyo benshi bizera, *abajanabutumwa* bafise umuhamagaro *udasanzwe*[263];

*Abajanabutumwa* bakora ibikorwa *ndengamico*, bitandukanye n'*abavugabutumwa b'umuco umwe waho;*

Igikorwa c'*ijanabutumwa* gikorana n'ibimenyetso, utwumiza n'ibitangaza[264];

*Abajanabutumwa* baguma bagenda, ntibazi kuguma hamwe;

*Umujanabutumwa* ashira imbere abatarashikirwa[265];

*Ahimiriza* Ishengero kandi *arondera* abajanabutumwa benshi[266];

*Abajanabutumwa barashobora* kuba mu mugwi w'abantu, ariko *barashobora* kuba batahaba kuko igikorwa cabo cagutse cane kuruta ubwoko bumwe;

*Bamwe* bakora ibikorwa vyo mw'isi kugira ngo igikorwa c'Imana kibeho[267].

---

263 Uwizera wese si 'umujanabutumwa', co kimwe nk'uko uwizera wese atari umwungere, umwigisha, umuvugishwa canke umuvugabutumwa.

264 2 Kor. 12:12

265 Rom. 15:20

266 Pawulo yavuga ibikorwa vyiwe janabutumwa mu mashengero yagendeye kandi mu nzira yagiye ararondera urutonde rurerure rw'abo bafatanya igikorwa.

Ibindi vyinshi bibiranga birashobora kuvugwa, ariko ivyavuzwe aha haruguru birerekana neza ko *abajanabutumwa* bafise igikorwa c'imbere. Aha hepfo turaza kubona ko banabikubitirwa! Ibi ntibisigura ko abajanabutumwa gusa ari bo bababara kubwo ubutumwa bwiza; n'abandi benshi barababara, kuko akenshi babayeho musi y'ubutegetsi bw'igikenye.

Rero, dutandukanya ingero zibiri z'imibabaro: *urugero rwa mbere* ni ukwiyanka kutavugwanako no kwikorera umusaraba vy'*umwigishwa* (ivyo abakijijwe gusa bazogerageza kubihunga); *urwa kabiri* ni imibabaro kubwo guhitamwo, *intumwa* ihura na yo igihe yahisemwo kwumvira umuhamagaro w'ijanabutumwa kandi kubw'ivyo akinjirira ubutegetsi bw'umurwanizi. Rimwe na rimwe biragoye gutandukanya abo babiri, cane cane ko imibabaro ishobora kuba igenewe ugutegura igikorwa kiri imbere.

Akarorero katwemeza cane k'imibabaro y'intumwa tukabona mu buzima bwa Pawulo. Imana yamuhishuriye 'uko azoba akwiye kubabazwa kubwo izina rya Kristo'[268]. Uretse inkuru nyinshi ziri mu Vyakozwe n'intumwa, dusoma incamake ya Pawulo mu cete ciwe ca 2 yandikiye Ab'i Korinto[269]. Ibimusunika bikomeye yumva nk'igihano c'urupfu kandi arabidondagura, avuga 'ibibazo, ingorane, imibabaro, gukubitwa, gufungwa, kugirirwa nabi, ibikorwa biruhisha, kurara amajoro udasinziriye, inzara, inyota, guterwa amabuye, kumeneka kw'ubwato, akaga kose, imbeho no kugenda gusa'. Pawulo yihanganiye imibabaro kuko yize kwiyanka: 'Ndwanya umubiri wanje nkawuhindura umuja'[270]. Iki cari igisabwa, kugira ngo abone ubutumwa bwiza bwakwiragiye mu mahanga.

Nta n'umwe yababaye cane kuruta Yesu, kandi Pawulo yaremeye kubisangira na we. Nta n'umwe yamye ivyamwa vyinshi kuruta Yesu kandi Pawulo yaramukurikira neza. Birashoboka ko ari ingingo yo mu buryo bw'impwemu: imibabaro myinshi, ivyamwa vyinshi – kandi igitangaje: imibabaro mike izana ivyamwa bike, kandi uwuhunze imibabaro arashobora kutama ivyamwa.

---

[267] Ivyak. 18:3; 1Tes. 2:9
[268] Ivyak. 9:16
[269] Cane cane igice ca 1, 6 & 11
[270] 1 Kor. 9:27

Reka ibi bifashe umujanabutumwa kunezerwa hanyuma bihe umwigishwa ubushobozi bwo kwihangana.

Nta n'umwe ashaka kubabara, ariko mw'isi yuzuye ivyaha ibi ni ntarengwa kandi kubisubiza nyene vyo w'ukuri vyozana na vyinshi muri vyo. Ijanabutumwa kw'isi rifise ikiguzi. Imbere yo kuba umujanabutumwa umuntu akwiye gusuzuma nimba yiteguye kuriha ikiguzi. Kwidodomba canke kugerageza guhunga imibabaro bishobora kwerekana igihushane.

Yosefu yarize ko ata ntebe ibaho itagira imibabaro. Intambwe ziwe mu nzira imujana ku mugambi w'Imana harimwo gutabwa, guhakwa kwicwa, kugurishwa nk'umuja, kwagirizwa ibinyoma no gufungwa, mvuze nka bimwe. Ariko ibintu vyose vyari 'vyagenze nabi' mu buzima bwiwe vyatumye aca asa cane na Yesu, kandi nka We, ingorane ziwe zamuhesheje ikibanza ku ntebe. Yashoboye gukiza abantu benshi kuko yahanze amaso kw'iherezo ry'imibabaro yiwe: intebe, kandi yemeye imibabaro, ntiyagerageje kuyihunga.

Pawulo yavuze ko 'imibabaro y'iki gihe idakwiye kugereranywa n'ubwiza tuzohishurirwa'[271]. Icubahiro cacu ni ugusangira na We intebe y'Imana. Igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana kitwigisha intambwe zitatu: *iya mbere* yerekeye ukunesha kwacu hamwe n'intsinzi yacu mu kwiyanka[272], *iya kabiri* yerekeye kubabazwa kubwo amahanga nk'ishingano zacu z'ijanabutumwa[273] *iya gatatu* na yo ivuga kw'isano riboneka hagati y'imibabaro yatanguriye iyi[274].

Tuzokwemera guhamwa hamwe n'imibabaro nk'ikiguzi cacu (abajanabutumwa) co kuriha kubwo agakiza k'amahanga yose? Canke turiko turagerageza guhunga ahantu hadatekanye? C.T. Studd yavuze ati *Nimba Yesu Kristo ari Imana kandi akaba yarampfiriye, nta kimazi gishobora kuba kinini kuri jewe ntoshobora kumukorera.* Ego, ijanabutumwa rifise ikiguzi, nk'uko abitwibutsa mu cese ciwe gito ngo *Bamwe bakunda kuba hafi y'Ishengero n'ikengeri ry'agasengero; nkunda gukorera mw'ibutike ryo gutabara mu murima uva I kuzimu*

[271] Rom. 8:18
[272] Ivyah. 3:21
[273] 7:9
[274] 20:4,6b

*(Some like to live near church and chapel bell; I like to run a rescue shop within a yard from hell)*. Iyo ni impwemu. Reka tuyikurikire!

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Tanga ibintu vyinshi biranga umujanabutumwa ndengamico nk'uko ushobora kuvyiyumvira.*
2. *Erekana ingero zibiri z'imibabaro kandi uvuge insiguro iranga urugero rwa kabiri.*
3. *Uremeranya n'inzira y'akarorero ko ikiguzi c'imibabaro gihuye n'ikiguzi c'ivyamwa umuntu yama? Kubera iki wemeranya na yo, canke kubera iki utemeranya na yo?*
4. *Ni ibihe vyigwa ngirakamaro twiga mu buzima bwa Yosefu n'inyifato yiwe?*
5. *Sigura intambwe zitatu zo gushika ku ntebe y'Imana, nk'uko tuzibona mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana.*

### *3. Ugufungwa*

Ugufungwa ni kimwe mu bigize imibabaro Yesu yavuze: '…bazobashorerako amaboko, babahame, babashengerane mu masinagogi, *babashirishe mu mabohero* …'.[275] Mu mvugo avuga ko ari 'ibimenyetso vy'umuhero w'isi'. Ico gihe co guhamwa kw'Abakristo kizokwiyongera hose kw'isi yose. Yamara, hariho ibihugu vyinshi aho uguhamwa, harimwo ugufungwa kubwa Kristo, bimaze igihe kinini vyarabaye ibisanzwe.

Tutirengagije uburemere bwavyo, dukwiye kandi kwiyumvira ingingo zo mu buryo bw'impwemu zikoreshwa cane ku bigishwa ba Kristo mw'isi yiswe iy'umwidegemvyo, nk'uko zikora kuri bene Data na bashiki bacu bafunzwe mu buryo bw'umubiri. Izi ni *inzira zo gufungwa mu buryo bw'umubiri*: ibihe bitoroshe umuntu adashobora guhunga, ariko yamara bihuye n'umugambi w'Imana mu buzima bw'umwigishwa.[276] Petero ayita *imibabaro nk'uko Imana igomba*.[277]

Dukunda ubuzima bwacu cane ku buryo turondera kubuteza imbere, kubutungisha no kubwagura, no kubukuza muri vyinshi, izina, icubahiro hamwe n'igikorwa c'Imana. Muri ako kanya nyene dukunze kwibagira ko Yesu yatubwiye ko tuzobura ubuzima bwacu nitwaburondera.[278] Turahendwa bihagije ku buryo twizera ko iyo intumbero zacu ari izo 'mu buryo bw'impwemu' canke 'zikurikira ivy'agaciro bidashira' amajambo ya Yesu ntakora – ariko mu kwiyumvira uko turibesha twebwe nyene. Akenshi tunanirwa gutahura ibice vyimbitse vyo kwikunda ari vyo ubuzima bwacu n'ibikorwa vy'Imana vyubakiyeko. Nimba ivyo bibaye, Umwami arashobora kuturongorera mu bihe tudakunda, bitoroshe na bukebuke kandi biteshanya umutwe, ku buryo dukunda gukora ivyo dushoboye vyose kugira ngo tubihunge. Nimba uko biri kwose yodukubitisha ihishurirwa ryiwe ryuzuye ubuntu, dusanga twararongorewe mu bihe aho duhatirwa 'gutakaza ubuzima bwacu' – kuko Arashaka cane ko tuburonka!

---

275 Luka 21:12 (indome zikitse)

276 Biragaragara kubw'ivyo, ko hano ntariko ndavuga ivyerekeye ibiyayuramutwe canke ibindi vyaha bimenyerewe.

277 1 Pet. 4:19

278 Yoh. 12:25

Iyaba *Yosefu* 'atatakaje ubuzima bwiwe' igihe yari mw'ibohero, yohavuye 'ataburonka' ku ntebe ya Egiputa. Iyaba *Mose* 'atatakaje ubuzima bwiwe' igihe yaragira intama, ntiyoshoboye 'kuburonka' mu gikorwa co kuvana ubwoko bw'Imana muri Egiputa no mu bugaragwa. Iyaba *Dawidi* 'atatakaje ubuzima bwiwe' ahunga Sawuli, yinyegeza mu binogo, ahemukirwa n'abatasi imyaka myinshi, ntiyoshoboye 'kuburonka' nk'umwami wa Isirayeli. Ubundi burorero bwinshi burashobora kuvugwa. Co kimwe, nta n'umwe muri *twebwe* azoshikira ubwami Yesu yadusezeraniye, nitwananirwa kwemera 'amabohero' yashizweho kugira ngo duhugurwe mu buryo bw'impwemu. Ibi bihe bidatekanye ni 'amabohero' ndiko ndavuga.

Yesu avuga ivyerekeye guhamwa nk'uko bisanzwe ku bigishwa biwe.[279] Amaherezo twese turakwiye kwibaza ikibazo Yesu yabajije igihe yafatwa 'Mbega igikombe Data yampaye ndeke kukinywa?'[280] Akenshi twidodomba kuko twumva ko 'twarenganijwe', ko 'ubuzima budakwiye' canke ko 'amakosha atari ayanje'–n'ibindi. Yesu uko biri kwose, arerekana ko yatahuye inzira yiwe kandi yarayemeye. Ntiyigeze arwanya imibabaro yiwe, ahubwo yatanze ubuzima bwiwe abishatse. Nta n'umwe yabumwatse ku nguvu.[281]

Birashobora kuba kimwe mu ntambara zikomeye mu buzima bwacu bwo mu buryo bw'impwemu kwiga gukora uko: tuve *mu kwidodombera* ivyerekeye imibabaro yacu *tuyigumbire*. Pawulo hari ico yabwiye Ab'i Korinto, bitwaye mu bacamanza bo mw'isi kugira ngo baronke uburenganzira bwabo: 'Ntimwopfuma mugiririrwa nabi? Ntimwopfuma mwemera kugungwa?'[282] Mu vy'ukuri avuga ko, mu kurondera 'uburenganzira bwawe' uba wamaze kubura ivyigwa vyo kwiyanka, kwicisha bugufi no kubabazwa urenganywa, nka Kristo, vyari gushobora kuguha inyungu mu buryo bw'impwemu Umwami yakugeneye.

Igihe Yesu yasubiza Petero ku gikorwa ciwe, Yavuze ati: '… ukiri umusore, warikenyeza, ukaja aho ugomba; ariko aho uzosazira, uzoramvura amaboko, uwundi agukenyeze, *akujane aho utagomba*'.

---

[279] 15:20; 16:33

[280] 18:11

[281] 10:17,18

[282] 1 Kor. 6:(1-)7

Kwari ukwerekana urupfu Petero azopfa, ashimagirisha Imana.[283]

Akenshi imibabaro yacu yateguwe n'Imana ibaho mu buryo butubuza umwidegemvyo wo gushushanya ubuzima bwacu canke urudandazwa nk'uko tubishaka. Tujanwa 'ahantu' tudashaka – amabohero – aho tudashaka kuba. Ibi ntaho bihuriye n'ubusaza. Yesu yerekeza ku *gukura mu buryo bw'impwemu* kuzanwa n'ubusaza.[284] Igikorwa ciwe cumvikana coroshe cane kuruta uko kiri: 'Nkurikira!' Iyo tubikoze, no mu 'mabohero' y'ubuzima, dutakaza 'ubuzima' bwacu ariko tubusanga mu Bwami aho twagenewe kuganza.[285] Ntibibabaza cane nimba tubikora tubishatse kandi tunezerewe! Kuba 'dufunzwe' bisigura ko turi abidegemvya kuruta uko twahoze.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura mu majambo yawe ico bisigura 'gufungwa' mu buryo butari ubw'umubiri.*
2. *Erekana inyifato zitandukanye uko abantu bashobora kuvyitabirira.*
3. *Ni izihe zishobora kuba impamvu zitera kurwanya ubu bwoko bw'imibabaro?*
4. *Tanga ubrorero (butari mbere ubwo muri Bibiliya) bumwe bw'abantu baronse ubuzima bwabo mu kubutakaza.*
5. *'Imana irongorera ubuzima bwawe mu buryo buto cane bushoboka'. Uremeranya n'aya majambo? Shigikira inyishu yawe.*

283 Yoh. 21:18,19 (indome zikitse)

284 Ijambo ry'Ikigiriki, ryakoreshejwe muri Yoh. 21:18 *γηρασης*, (gerases) rirasa n'ijambo ryo mugi Homerike *εγηρασα*, (egerasa) rishobora kandi gusigurwa nko 'guhishira' canke 'gukura'

285 Luka 22:29

### *4. Ugufungwa kwa Petero & Pawulo*

Duhejeje kubona ugufungwa mu buryo bw'impwemu rimwe na rimwe duhura na kwo, nk'uburyo bw'Imana bwo kuduhugura nk'abigishwa. Yamara, akenshi ntitumenya ukuboko kw'Imana mu mibabaro nk'iyo. Turahagarika imitima, tukagerageza guhunga canke gusenga tubirwanya. Amabohero yacu atari ayo mu buryo bw'umubiri ntatekanye, ateye ubwoba, kandi mu bisanzwe ni ibihe utosimba. Bifitaniye isano n'amagara yacu, ubutunzi, umubano n'umunezero muri rusangi. Turibaza kandi *impamvu* dukwiye kubabara, kandi tugendera mu nzira z'Imana vyongeye tunayikorera n'imitima yacu yose. Ariko dukeneye gukira ivyo mw'Isezerano rya Kera 'umugisha igihe ukora neza n'umuvumo igihe udakurikije ivyigwa ndoramana'.[286] Ivyigwa ndoramana nk'ivyo ntivyitaye ku *mibabaro kubwo kugororoka canke kubwa Kristo.*[287] Navyerekanye nk'imibabaro y'intumwa'. Ubu bwoko bw'imibabaro yo mw'Isezerano Risha ni iy'Ubwami, ni ukuvuga imibabaro idakwiriye, yamara iteguye kurwanya ivyiyumviro vy'abantu, ariko ivyo Imana irekura kutuzanira ivyiza.[288] Ubu rero *Petero*:

Inyuma y'imyaka cumi Yesu amaze kwerekana ko Petero amaherezo azopfa kubwo kwizera,[289] Petero yarafunzwe, haheze igihe gito Yakobo aciwe umutwe.[290] Birashoboka ko yibajije nimba urupfu rwiwe rwari hafi yiwe. N'ubundi kandi, Yakobo yari yarishwe; yoba yabwirizwa kuba imbohe ya Herode kubwo gucungura Abayuda?

Petero yoba yavyifashemwo gute? Yaragize ubwoba? Yarahagaritse umutima kubwo umuryango wiwe n'Ishengero? Yaratumye ngo bamusengere arekurwe? Yagumye anyiganza iminyororo yiwe no kwigira uwuteshanya umutwe ku barinzi? Nta na kimwe muri vyo, kandi nubwo Ishengero ryasenze cane, Petero yararyamye. Inyifato yiwe yari iy'amahoro, itekanye, yo kwizera no kwiyegurira ibizoba. Ntiyigeze arwanya na gato ibi bibazo bigoye. Igihe yarekurwa mu buryo butamenyerewe yaratangaye aho kuruhuka.

---

[286] Raba ak. Gus. 28
[287] Raba ak. 1 Pet. 2:20,21; 3:14,17; 4:12-19; 5:10; Flp. 3:10; Kol. 1:24
[288] Rom. 8:28
[289] Yoh. 21:18
[290] Ivyak. 12:1-12, mu 44 INY.KR

Yari akwiye kubaho iyindi myaka 24, ariko yiteguye gupfa mu masaha 24! Mbega *Pawulo* we gute?

Mu myaka 16 inyuma ya Petero, Pawulo ni ho yafungwa[291] ubwa mbere i Roma.[292] Mu vy'ukuri, yari abaye ahantu hiwe yari apanze kandi yari afise umwidegemvyo mwinshi, nubwo yari arinzwe n'umusirikare, kandi nta terabwoba ry'urupfu ryariho. Yamara, Pawulo yari gushobora gukoresha icumba ciwe nk'ingwe ifungiwe ahantu. Ariko yoba yarabikoze? Yoba yarihebura kuko atashobora gutembera, kwigisha, kuvuga ubutumwa no gutanguza amashengero? Nta na gato, nubwo ivyo vyari kuba bitahuritse.

Igihushane. Yakoresheje ivyariko biramubako gushika ku kanyuma: yarasenze, yarasabiye amashengero 'yiwe' yongera yandika ivyete bigihezagira amamiliyoni buri musi, inyuma y'imyaka 2,000.[293] Ntiyigeze asaba abantu kumusengera ngo arekurwe, canke ngo *bamuremeshe*, ahubwo yakoze ibishoboka vyose ngo *abaremeshe*.[294] Yari yarize kunezerwa mu Mwami ibihe vyose no kubumbwa, uko vyari biri kwose ivyariko biramubako.[295]

Ni irihe ryari ibanga ry'izo ntumwa? Turabona muri bompi inyifato yo kwiyegurira cane ubugombe bw'Imana mu buzima bwabo; umutimanama wimbitse w'umuhamagaro wabo n'ukwemezwa ko Imana yarongoye ubuzima bwabo mu buryo buramvuye; batitayeho ko bazobaho canke ko bazopfa kandi rero ata bwoba na bukeyi bw'urupfu. Bompi bari bakubaguwe n'imibabaro itandukanye buri gihe kandi kubwo uburambe bari bimenyereje hamwe n'uruhande rukomeye rwo kuba intumwa. Na mitende nta nkurikizi zabaye kuri bo ukundi. Uretse ibi, Pawulo avuga ko imibabaro yiwe yari igamije kuremesha abandi n'ihumure Imana yamuhaye.[296]

---

[291] Amaze gufungwa igihe kirekire I Yerusalemu n'I Kayisariya, Ivyak. 21:33 – 28:16

[292] Ivyak. 28:30, ugufungwa kwiwe kwa mbere kw'Abaroma kuva nko mu 60-62 INY.KR, aho yaciye arekurwa, Flp. 1:25,26a

[293] Igihe c'ugufungwa kwiwe kwa mbere kw'Abaroma yanditse ivyete 4: Ab'i Kolosayi, Filemoni, Abanyefeso n'Ab'I Filipi

[294] Flp. 1:3-24

[295] 4:10,11

[296] 2 Kor. 1:4

Icegeranyo ca Pawulo, kw'iherezo ry'ubuzima bwiwe, igihe yari afungiwe I Roma ku ncuro ya kabiri, ni uko 'abagomba bose kugenda bubaha Imana bari muri Kristo Yesu, bazohamwa'.[297] Aya yari nk'amajambo yiwe ya nyuma. Icete ca kabiri yandikiye Timoteyo cari icete ciwe ca nyuma kandi iki gihe yari azi ko atazorekurwa ahubwo ko atanga ikimazi ciwe ca nyuma.[298]

Ni gute dushobora kwiga kwitwara nk'uko Petero na Pawulo bitwaye mu bihe bigoye? Twari tumaze kubona ko ata ntebe itagira umusaraba kandi ko ata kuvyara kutagira kuramukwa. Kubw'ivyo dukeneye kwiga uburyo bwo kwiremesha mu Mwami, nk'uko Dawidi yakoze.[299] Ivyo bisaba umwimenyerezo wo kwiha indero. Hano hariho ivyiyumviro umunani:

Wige *kuraba kure y'ibiriko birakubako*: wizere kandi wature ko Imana ikomeye cane kuruta ibi. Gutazira birafasha kubimenya. Hanyuma, *wibuke uburyo Imana yagukijije muri kahise* – ivyo kandi Ishoboye gukora. Ica gatatu, *ushire mu bikorwa amasezerano y'Imana* kandi urwanye kutizera: nawe Irashoboye kugukiza. Igihushane co *kwiganyira – ivyo Yesu yatubujije gukora,* ni ukunezerwa – ivyo Pawulo yatubwiye gukora.[300] Igihe *twerekanye gushimira* imigisha y'Imana, tuzobona ubukene bwacu ari buto kuruta ubwa mbere. Mu *kwiyegurira* Imana, tuba tuyishize mu kibanza co, tuvuga tuti, 'atari uko jewe ngomba yamara uko Wewe ugomba'. Turashobora *gusaba Mpwemu Yera kubwo kuremeshwa*, kuko Arazi ivyo dukeneye. Inyuma y'igihe gito, tubona ko uruboyi rw'ububabare bwacu rwagiye. Ubwa nyuma, *urabe uburyo Imana yakijije abantu muri Bibiliya*. Yarakijije Yobu,[301] nawe Irashoboye kugukiza!

---

297 2 Tim. 3:12
298 4:6-8
299 1 Sam. 30:6
300 Mat. 6:25-34 & Flp. 4:4
301 Yob. 42:10-16

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ibihe bintu bine hasanzwe ari ahantu dushobora 'gufungwa'?*
2. *Sigura itandukaniro riri hagati y'ivyigwa ndoramana vy'imibabaro yo mw'Isezerano rya Kera n'ivyo mw'Isezerano Risha.*
3. *Nta nkeka, Ishengero ryarasenze igihe Yakobo yari afunzwe, ariko yarishwe. Erekana uko utorera inyishu amasengesho atishuwe.*
4. *Erekana uburyo Pawulo yakoresheje imyaka ibiri yiwe mw'ibohero hamwe n'uburyo tukivyungukiramwo.*
5. *Erekana inyifato ya Pawulo yamushoboje guhangana n'ivyariko biramubako kandi ushigikire inyishu yawe n'aho dusanga ivyanditswe.*
6. *Ni ubuhe buryo bwo kubona ubuzima Petero na Pawulo bari bahuriyeko?*
7. *Erekana muri make uburyo ushobora kwiremesha mu Mwami, igihe ubuzima bugoye.*

### *5. Imibabaro ya Pawulo yo Kuba Intumwa*

Ubushize naratandukanije imibabaro yo guhindura abantu kuba abigishwa n'imibabaro y'intumwa.[302] Ubu rero dukorera kuya nyuma, dufatiye ku kuntu Pawulo yayivuze mu cete ciwe ca kabiri yandikiye Ab'i Korinto.

Inyuma y'impari nyinshi izo Pawulo yatoreye inyishu mu 1 Ab'i Korinto, aho dusanga ivyo yanditse mu cete catanguriye ngo 'amarira menshi' hamwe na 'nzanye umubabaro',[303] turashima ububabare bwinshi bwo mu mutima yagize *kubw'iryo shengero.* Hari hariho kandi n'intumwa z'ibinyoma zamurwanya hamwe n'igikorwa ciwe.[304] Kubw'ivyo, icigwa nyamukuru c'*imibabaro yo kuba intumwa* gifise ikibanza ngirakamaro mu 2 Ab'i Korinto: gitanga igicapo c'Ivyigwa Ndoramana vyiwe vy'Imibabaro.[305] Turabona ibintu vyinshi:

Ashimangira impuhwe z'Imana no kuremeshwa, *atari* ubukari bw'imibabaro.[306] Pawulo nta kibanza afise co kwidodombera ivyerekeye imibabaro yiwe aho ariho hose mu vyete vyiwe. Ntarwana, yikuramwo, arondera guhunga, canke ataramura umurwanizi kubwa yo. Ikintu yakoze gusa kwari ugusenga no gutera intege abandi gukora gutyo.[307] Iyi ni inzira nkuru yo guhangana n'imibabaro: kuyemerera kugira ngo ishobore kukubumba no kuguha ishusho.

Kuremeshwa n'Imana vyakoreye Pawulo umugambi wo hejuru cane wo gushobora kuremesha *abandi* mu mibabaro *yabo*.[308]

Imibabaro y'intumwa[309] bahuye na yo muri Aziya[310] yabashikije hafi y'urupfu; ibitangaza vy'Imana gusa vy'ubuntu ni vyo vyari gushobora kubakiza.[311]

---

302 Ijambo 'imibabaro y'intumwa' rishobora gusomwa neza nk'imibabaro y'umujanabutumwa'
303 2 Kor. 2:3,4,1
304 5:12b; 10:1,2,10-12; 11:4,5,13-15,20
305 1:3-11
306 1:3,4
307 1:11
308 1:4-7
309 1:8 Imibabaro y'intumwa (rimwe na rimwe irengeye ubushobozi bw'umuntu bwo kuyihanganira) ntikwiye kwitiranywa n'ibigeragezo bisanzwe, bitigera biremera na gato kuruta ivyo umuntu ashobora kwihanganira (1 Kor. 10:13).

Ubundi bwo Pawulo agereranya imibabaro y'intumwa n'imibabaro ya Kristo.[312]

Ab'i Korinto ubwabo barahuye n'imibabaro, iyo Pawulo yabona nk'igice gisanzwe c'ubuzima bwa Gikristo. Ntiyari afitaniye isano na gato n'ubutumwa bwiza bw'ubutunzi n'ubwo amagara meza butagira ibibazo.

Mu mibabaro yiwe yabandanije imbono y'ibihe bidashira.[313] Mu nyuma muri iki icete arerekana neza ibiri mu mibabaro yiwe[314] kandi mbere aranabivugako no mu bindi vyete.[315]

Imwe mu mibabaro ya Pawulo yari igizwe no kwirwanira, kurwanira igikorwa ciwe, ububasha bwiwe nk'intumwa hamwe n'inyigisho ziwe. 2 Ab'i Korinto gitanga uburorero bukomeye bw'ibi.[316] Abamurwanya bari Abayuda bagerageza guhatira Abakristo b'abanyamahanga mu mategeko y'ikiyuda no gukebwa.[317] Bari 'abagabo bamwe bavuye kuri Yakobo',[318] nubwo atigeze atumwa na bo canke ngo bakore bahawe uruhusha na we. Yakobo yaremeye igikorwa ca Pawulo na Barunaba mu Banyamahanga[319] kandi yumva ko ibi bidakwiye gusabwa mu kwubahiriza amabwirizwa ya Mose, guhuza n'itegeko ry'Inama y'I Yerusalemu.[320] Iyi Nama mbere yavuze ko, 'bamwe bavuye muri twebwe babahagarikishije imitima amajambo, bakabatera ubwoba, kandi tutabibategetse.'[321] Abafarisayo nk'abo, barwanya Pawulo kandi bari bagiye ku bugombe bwabo.[322]

---

[310] Gereranya ak. n'Ivyak. 13:50–14:22 na 19:23-31
[311] 2 Kor. 1:8-10
[312] Gereranya 1:5 ak. na 4:1 na Kol. 1:24
[313] 2 Kor. 4:16-18
[314] 4:8,9; 6:4-10; 11:23-29; 12:10
[315] Rom. 8:35; 1 Kor. 4:9-13.
[316] 2 Kor. 4:12; 6:8; 10:1,10-12,18a; 11:4,5,12-15,19,20,22,23a,26b; 12:11b
[317] Gal. 2; Ivyak. 15
[318] Gal. 2:12
[319] 2:9
[320] Ivyak. 15:13-19
[321] 15:24
[322] 15:5,1

Pawulo yarabarwanije, abo yise n'agahemo 'intumwa zihambaye'[323] kandi bari: 'intumwa z'ibinyoma, abakozi bagunga, bigira intumwa za Kristo n'abakozi ba Satani, kandi biyerekana nk'umumarayika w'umuco'.[324]

Umwete Pawulo yabarwanya afise ushobora kugereranywa n'uburyo, mu ntango y'icete, yarwaniye isezerano risha ku giciro c'irya kera.[325] Kumwe n'iyo ngingo, ukwizera kwa Gikristo kurahagarara canke kuragwa. Mu vy'ukuri ivyo kwirwanira mu bice bine vya nyuma bifasha izi mpari, harimwo kwishima no guhishurirwa n'Imana.[326]

Imibabaro ya Pawulo ni ikimenyetso c'umuhamagaro wiwe wo kuba intumwa,[327] nubwo ari co kintu nyene catuma, mu maso y'abamurwanya, batamwemera nk'intumwa.[328] Yaravuzwe ahanini kubera impamvu zitatu: kuvuga ubutumwa ku buntu, imibabaro yiwe hamwe no kwanka kwishimira ivyerekeye uburambe bwiwe bwo mu buryo bw'impwemu.

Ingaruka nuko *imibereho* yiwe itari iyo kwikunda yitwa ukuri kw'igikorwa c'Imana' ku ntumwa z'ibinyoma zari mu bibazo, ingeso zabo zari zitumbereye inyungu z'umubiri. Kuri Pawulo, intege nke – atari inkomezi – ni co cari ikimenyetso cizewe c'igikorwa c'intumwa c'ukuri.[329] Itandukaniro rikomeye riri hagati y'ibibazo biri muri ivyo vyete vyompi nuko abo mu 1 Ab'i Korinto bari mw'Ishengero hanyuma abo mu 2 Ab'i Korinto bari bafitaniye isano n'ububasha hamwe n'ukuri kwa Pawulo nk'intumwa.[330]

---

323 2 Kor. 11:5; 12:11
324 11:13-15
325 3:3-18
326 12:2-4
327 Ivyak. 9:16
328 Hafemann, muri Hawthorne, Martin & Reid, 1993:168
329 2 Kor. 12:9
330 Hafemann, muri Hawthorne, Martin & Reid, 1993:174

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura muri make itandukaniro riri hagati y'imibabaro yo guhindura abantu kuba abigishwa n'imibabaro yo kuba intumwa.*
2. *Erekana muri make itandukaniro ry'ivyigwa nyamukuru riri hagati y'ivyete vyompi vyandikiwe Ab'i Korinto.*
3. *Ni iyihe yari inyifato ya Pawulo ku mibabaro yiwe?*
4. *Ni iyihe nzira nkuru yo guhangana n'imibabaro?*
5. *Ni izihe ngaruka nziza z'imibabaro yiwe Pawulo yavuze?*
6. *Sigura uburyo imibabaro y'intumwa ishobora kugereranywa n'imibabaro ya Kristo kandi uce utanga aho tubisanga mu vyanditswe.*
7. *Ni gute woshobora kubandanya imbono y'ibihe bidashira mu mibabaro yawe?*
8. *Ni irihe tandukaniro rikomeye riri hagati y'inyigisho za Pawulo n'izo 'intumwa zihambaye'?*
9. *Ni irihe tandukaniro nyamukuru riri hagati y'ingeso zitatu za Pawulo na bo?*

# Igice ca III

## Uguhangana kw'Ubushobozi nk'Uburyo bw'Ijanabutumwa -2-

*Intangamarara*

Mu gitabu ca mbere c'uru rukurikirane, ivyerekeye Isezerano rya Kera, nanditse nti: 'Uguhangana kw'ubushobozi ni uguhangana hagati y'Imana n'imana z'amahanga. Akenshi umwansi ni we atanguza uku gushwana, ariko si imisi yose. Ibivamwo uko biri kwose, ntivyigera bitera amakenga. Imana ntiyigera itsindwa na rimwe. Impamvu uku guhangana kw'ubushobozi kubaho ni mu nzira zibiri: kugira ngo abantu ('isi yose') bamenye ko Uhoraho ari Imana kandi ko ata yindi boyibangikanya. Mu yandi majambo: uguhangana kw'ubushobozi ni kimwe mu bikoresho Imana yashizeho kubwo abajanabutumwa bayo, mw'Isezerano rya Kera no muri Risha.'

Mu gice ca III c'ico gitabu twarabonye uguhangana kw'ubushobozi kwinshi mu vyanditswe bitanu bitandukanye. Muri iki gice ndatanga ivyanditswe bibiri gusa vyerekeye iki kintu mw'Isezerano Risha, mu bitabu vy'Ivyakozwe n'intumwa no mu Vyahishuriwe Yohana.

Mu kigabane ca mbere c'urupapuro rukurikira ndasigura impamvu nkuyemwo insiguro y'uguhangana kw'ubushobozi mu butumwa bwiza.

## *1. Ivyakozwe n'intumwa*

Turabandanya urukurikirane rwerekeye uguhangana kw'ubushobozi mu ntambara zo mu buryo bw'impwemu hamwe n'uburorero bubiri bw'ukuntu vyabaye mu gihe c'Isezerano Risha. Nkuyemwo insiguro zazo mu bikorwa vya Yesu, kuko hariyo nyinshi; iyo twiyumviriye gusa ibihe vyose aho yasenda abadayimoni, yahagaritse umuyaga (wari ugamije kumwica), tutibagiye kuzura abapfuye no guhangana n'ingabo zari zigiye kumufata.[331] Ni yo mpamvu tugiye gukorera gusa ku guhangana nk'uku mu bitabu vy'Ivyakozwe n'intumwa no mu Vyahishuriwe Yohana.

Ivyigwa ndoramana mw'Isezerano rya Kera no mw'Isezerano Risha biratandukanye: murya kera havuga ngo, 'uzogira umugisha niwakora neza, ariko niwakora icaha uzohanwa'.[332] Muri risha ivyo ntibikibaho. Ahubwo, turabona ibipimo bishasha, birimwo imibabaro y'ubwoko bwose kubwo kugororoka no kwagura Ubwami bw'Imana. Uguhangana kw'ubushobozi mw'Isezerano rya Kera, urupfu rw'abahizi' vyosiguwe nk'ugutsindwa kwiwe; mw'Isezerano Risha ivyo ntibikibaho. Uguhangana kw'ubushobozi mw'Isezerano rya Kera kwari kugamije kwerekana ubushobozi bw'Imana kw'isi gusa; Uguhangana kw'ubushobozi mw'Isezerano Risha ahanini – ariko atari honyene – gutumbereye intsinzi yo mw'ijuru, rimwe na rimwe itaboneka, yamara y'ibihe bidashira.

*Uguhangana kw'ubushobozi mu majambo* tubona ak. mu nyishu intumwa zishuye Sentare Nkuru (Sanhedrin): 'ntidukwiye kwumvira Imana kuruta mwebwe?',[333] nubwo amajambo yari aherekejwe n'igikorwa co gukiza. Uguhangana nk'ukwo tukubona igihe Petero ahanganye na Ananiya & Safira – bompi baguye bukumbi bamaze gukomantaza imitima yabo.[334]

*Uguhangana kw'ubushobozi no kubohorwa* tukubona incuro zibiri: intumwa zarafunzwe hanyuma zibohorwa mw'ijoro n'ubutabazi bw'umumarayika.[335]

---

331 Yoh. 18:6

332 Iyumvire ak. Gus. 28 canke amajambo Yobu yabwiwe n'abagenzi biwe.

333 Ivyak. 3:1 – 4:22; raba kandi 5:27-32

334 5:1-11

335 5:19

Inyuma y'imyaka, ibintu nk'ibi vyarabaye kuri Petero.[336]

*Uburyo bushasha bwo guhangana kw'ubushobozi* buvyara *guhorwa Imana (ubu maratiri)*, igihe Sitefano yaterwa amabuye inyuma yo guhangana na Sentare Nkuru (Sanhedrin).[337] Ibi birashobora gusa nko gutsindwa kuri bamwe, ariko nitwafatira k'ukuntu Ishengero ryakuze biciye mu gukwiragiza ubutumwa bwiza i Yudaya n'i Samariya, tubwirizwa kwemeza ko biciye mu rupfu rw'umugabo umwe, benshi baje ku kwizera kandi imipaka y'ubwami bw'umwiza yarasubijwe inyuma. Ryari ribaye irya mbere aho amaraso y'uwahowe Ijambo ry'Imana (umu maratiri), yabaye imbuto y'Ishengero.[338] Iyo ntiyari ingingo nshasha: twamaze kubona ubwoko, bwagumye bugwira nubwo bahamwa igihe Isirayeli yari muri Egiputa.[339]

*Ubundi buryo bwo guhangana kw'ubushobozi* bwatumye habaho uguhinduka kw'umwansi mubi cane, Sawuli w'i Taruso, umuntu yahama Ishengero azwi cane.[340] Uku kwari uguhangana gutumbereye hagati ya Yesu n'umuntu, bikaba vyatanze *agakiza* kw'uwo muntu.

Ikindi gihe turabona uguhangana nk'ukwo gutumbereye hagati y'Imana n'umuntu, umwami Herode, yemeye guhimbazwa aca ananirwa guha Imana icubahiro. Ivyavuyemwo cabaye *igihano*, bitandukanye cane n'agakiza.[341] Imana ntiyigera Iha icubahiro cayo uwundi muntu.[342] Umugabo wa mbere, ubu yitwa Pawulo, yitwaye ukundi mu vyamubayeko bisa nk'ivyo; yaranse rwose guhimbazwa nk'Imana, mu rugendo rwiwe rwa mbere rw'ijanabutumwa, inyuma y'imyaka kanaka.[343]

*Ubundi bwoko bushasha bw'uguhangana kw'ubushobozi* bwavuyemwo *ibitandukanye no gukira*, igihe Pawulo na Barunaba bavuze ubutumwa kw'izinga ry'I Kupuro hanyuma bagashingira intahe ivyerekeye Kristo umutware

---

[336] 12:1-11
[337] 7:51-60
[338] Nk'uko Tertullian yavuze
[339] Kuv. 1:12
[340] Ivyak. 9:1-19
[341] 12:21-23
[342] Yes. 42:8
[343] Ivyak. 14:8-18

w'Abaroma Serugiyo Pawulo. Mu bucamanza bw'uyu mugabo intumwa zahuye n'umupfumu w'umuyuda kandi umuvugishwa w'ibinyoma, yitwa Bari-Yesu, yarwanije igikorwa cabo. Ico gihe, Pawulo yaciye amucira urubanza rwo guhuma vy'akanya gato. *Icavuyemwo* nuko uwo mutware yahavuye yizera Umwami Yesu.[344]

Mu nyuma, igihe Pawulo na bagenzi we bari bagiye I Buraya, *bahanganye n'umudayimoni*, impwemu yo kuragura yari yafashe umukobwa w'umuja mu gisagara ca Filipi.[345] Nubwo mu majambo yiwe yavuga ukuri, Pawulo ntiyigeze yemera ukwo 'kwamamazwa' n'abadayimoni kuruta uko Yesu yari yavyemeye ikindi gihe.[346] Rero, Pawulo yaciye yirukana impwemu mbi kandi inyuma y'imibabaro ikomeye yabibonye nk'inyishu yo gutanguza Ishengero I Filipi.

*Ubwoko (bwageragejwe) bw'uguhangana kw'ubushobozi* bwabaye igihe abahungu b'umuherezi w'umuyuda Sikewa, biboneka ko batari Abakristo, bagerageje kwigana nk'uko babonye Pawulo abikora kwirukana abadayimoni. Ariko ubwami bw'umwiza ntibwicamwo ibice ngo bwirwanye ubwabwo,[347] nk'uko babibonye vuba bihagije.[348] Biraboneka ko ata n'umwe afise ububasha ku bushobozi bw'umwiza, kiretse afitaniye umubano muzima na Yesu Kristo. Yamara, Umwami yakoresheje aka gakino kugira ngo abatere ubwoba hamwe n'igikorwa co kweza ibikorwa vy'ubupfumu vyari mu bizeye bashasha muri Efeso.[349]

Kimwe mu bitangaza vya nyuma mu gitabu c'Ivyakozwe n'intumwa ni, ko Pawulo atapfuye ahejeje gukomorwa n'inzoka.[350] Ibi bitwibutsa *uguhangana kw'ubushobozi Yesu yasezeranije abigishwa biwe* igihe yabaha Igikorwa Gihambaye Twahawe: 'bazofata inzoka; ni banywa ikintu cica, nta co kizobagira na gatoya'.[351]

---

[344] 13:6-12
[345] 16:16-18
[346] Luka 4:34,35
[347] 11:14-18
[348] Ivyak. 19:13-16
[349] 19:17-20
[350] 28:3-6
[351] Mark. 16:18

Uguhangana kw'ubushobozi nk'uburyo bw'ijanabutumwa ntivyakuweho inyuma y'ikinjana ca mbere. Bibwirizwa kwemerwa no gukoreshwa igihe cose Umwami arongoreye abajanabutumwa mu bihe bisa nk'ivyo. Tuzobibona kandi mu kindi gihe kizoza c'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana. Abajanabutumwa benshi muri iki gihe bazi gukoresha uguhangana kw'ubushobozi nk'uburyo bw'ijanabutumwa ku burambe.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Erekana itandukaniro riri hagati y'uguhangana kw'ubushobozi kwo mw'Isezerano rya Kera n'ukwo mw'Isezerano Risha.*
2. *Vuga muri make ubwoko icenda butandukanye bw'uguhangana kw'ubushobozi kwo mw'Isezerano Risha bwavuzwe muri iki gice.*
3. *Sigura ikintu giteye amakenga, ko uguhangana kw'ubushobozi kwo mw'Isezerano Risha akenshi kuba gufatanye n'imibabaro ya ba nyene kubikora.*
4. *Ni uwuhe muntu wo mw'Isezerano Risha yerekana n'igikorwa ciwe, ko urupfu rwiwe rutari ugutsindwa ahubwo ko yari intsinzi y'Ubwami? Gute?*
5. *Sigura impamvu abahungu ba Sikewa batari bafise ububasha bwo mu buryo bw'impwemu bwo guhangana n'abadayimoni.*
6. *Nimba warigeze ugira uruhara mu guhangana kw'ubushobozi, tubwire iyo nkuru yawe.*

## *2. Ivyahishuriwe Yohana*

Duhereye mu gitabu c'Ivyakozwe n'intumwa twize gusa itandukaniro riri hagati y'ivyigwa ndoramana vyo mw'Isezerano rya Kera n'Isezerano Risha n'ukugaragara kw'ibipimo bishasha vy'uguhangana kw'ubushobozi, cane cane ku bijanye n'imibabaro kubwo kugororoka, ukwagura Ubwami bw'Imana no guhorwa Imana (ubu maratiri).

Iyo turavye Ivyahishuriwe Yohana duhereye ku bijanye n'imbono y'igihe c'iherezo, turabona indunduro ya kahise k'isi, Ishengero n'ijanabutumwa. Nta kintu na kimwe kikiri gito canke ngo kigende kitamenyekanye; ibintu vyose vyarabaye binini cane kandi biraboneka kuko ibiba biza vyarafashe isi yose. Kwirengagiza ntigushobora kuvugwa ukundi; isi yigenga hamwe n'iya bose zahindutse umwitwarariko wa buri muntu.

Ivyigwa nyamukuru cumi na bibiri vy'ijanabutumwa twarabiye hamwe mw'Itanguriro bizoba vyateye imbere cane.[352] Ivyahishuriwe Yohana cerekana indunduro y'ikiza (nk'uko bivugwa mu vyavuye mu bidodo indwi, inzamba n'utubehe); gushika ku kwezwa no kwandura,[353] mu bwoba,[354] ibikorwa vy'ijanabutumwa[355] hamwe n'imibabaro y'abera.[356]

Twarabonye mu Vyakozwe n'intumwa ko inyuma y'uguhangana kw'ubushobozi kwa Sitefano vyamugize uwahowe Ijambo ry'Imana wa mbere[357] w'Ishengero rya mbere, hakurikiye ugukwiragiza ubutumwa bwiza. Mu Vyahishuriwe Yohana turabona ko uguhangana kw'ubushobozi *kwose* kuvamwo urupfu rw'abagororotsi (raba insiguro yo hepfo y'urupapuro [403] na [404]). Inyuma y'uku kuramukwa kwa nyuma Babuloni iracirirwa urubanza kandi Yesu aragaruka, gushinga Ubwami bwiwe kw'isi.[358]

---

352 Raba igice ca V

353 Ivyah. 22:11

354 6:15-17

355 5:9; 7:9

356 6:9; 7:14; 11:7; 13:7,10 (gereranya na Dan. 11:33-35 & 12:7b); 14:12; 17:6; 18:20,24

357 Mu Kigiriki, 'gushingira intahe Kristo' no 'guhorwa Ijambo ry'Imana' ni amajambo asa *(μάρτυς, μάρτυρες – martus, martures*; Ivyah. 2:13; Ivyak. 1:8).

358 Ivyah. 11:15-18; 19:15; Dan. 2:44,45; Luka 19:12,14,15,27.

None, ni uguhangana kw'ubushobozi ukuhe tubona mu Vyahishuriwe Yohana?

Hariho bitobito, ivyerekeye umuntu cane ku giti ciwe, aho umwansi yatakarije kuko atashoboye kwankisha izina rya Yesu ku mugaragaro kubera inkomezi z'abashingira intahe Kristo. Uwa mbere yari Antipa;[359] hanyuma hariho benshi bahowe Ijambo ry'Imana abavuzwe n'abatavuzwe mu myaka myinshi, igiharuro cabo kikaba kitarakwira;[360] kandi amaherezo hazobaho urupfu ata guhambwa kw'abashingira intahe Kristo babiri kandi isi yose izobitegereza.[361] Ntituzoraba umwidondoro wabo, kuko birengeye iki gitabu. Urashobora gusoma ibindi vyinshi bivyerekeye mu gice gikurukira.

Uguhangana kw'ubushobozi isi yose izogiramwo uruhara ni intambara y'I Haru-Magedoni:[362] amahanga yose arwanya Imana. Ibizovamwo bizoba nk'uko vyamye nyene: amahanga yose azomenya ko Uhoraho wenyene ari we Mana, igihe 'Karabaye!' rizokwumvikana rivuye ku ntebe y'Imana.[363] Muri ako kanya nyene Umwami Yesu azoca agaruka[364] ace akuraho Uwurwanya Kristo (AntiKristo), nk'uko Pawulo yanditse.[365] Bisa nk'aho, ivyatanguriye muri kahise nk'uguhangana kw'ubushobozi mu buryo bw'impwemu, bizogaragara mu ntambara iteye ubwoba y'inyama n'amaraso kw'isi.

Uguhangana kw'ubushobozi kwa nyuma, kutigeze kubaho kwerekanwa mu Vyah. 20:7-10. Kw'iherezo ry'ukuganza kwa Kristo kw'imyaka igihumbi kw'isi, umurwanizi azorekurwa igihe gito, inyuma yo gufungwa kuva Yesu yagaruka.[366] Bisa nk'aho ari ikizame ca nyuma ku binjiye mu Kiringo c'imyaka igihumbi c'amahoro nk'abantu basanzwe, barokotse ibiteye ubwoba vy'ivyago bikomeye, canke abavutse ku bantu basanzwe mu Kiringo c'imyaka igihumbi. Babayeho musi y'ukuganza kugororotse kandi kw'amahoro kwa Kristo igihe kirekire cane hamwe n'Ishengero ryiwe

359 Ivyah. 2:13
360 6:9,11; 7:14
361 11:3-10
362 16:12-16
363 16:17
364 19:11-21
365 2 Tes. 2:8
366 Ivyah. 20:1-3

ry'ubwiza, ariko ntibigeze bagomba kurwanya na gato ibigeragezo vy'umurwanizi. Mugabo kubera ko umuntu yaremwe nk'ikiremwa cidegemvya, ubwizigirwa bwiwe bukwiye kugeragezwa – nk'uko Adamu na Eva bageragejwe no kuba hariho ca giti kimenyekanisha ikibi n'iciza mw'Itongo rya Edeni. Baguye mu caha, kandi abantu batari bake bazogwa nk'ukwo ku mpera y'Ikiringo c'imyaka igihumbi. Inyuma y'ukwo kugarariza hamwe n'intebe nini yera y'imanza izokurikira, ivyaremwe vyose bizoba vyejejwe rwose ivyaha vyose, ingaruka zavyo hamwe no kuvyibuka. Hanyuma rero Ijuru Risha n'Isi Nsha bizoca biza.[367]

Uku guhangana kw'ubushobozi kwa nyuma kuzotandukana n'ukundi kwose, mu buryo bw'uko ubwoko bw'Imana butazoba bukiri impahazwa zakwo. Bazoba bambitswe imibiri yazutse idapfa. Ariko kugeza ico gihe, ku mpera y'ivyago bikomeye, tuzoba tubwirizwa kwemera tukavyihanganira, atari 'ugukunda ubuzima bwacu gushika ku rupfu',[368] kuko Kristo yaravuze mu ntango ko tuzobabazwa no guhamwa mw'isi.[369] Ntiyongeyeko ngo, 'Ariko ntimugire ubwoba, igihe ibintu bizoba bikomeye cane, imbere yuko ngaruka, nzobarokora ndabakure mu mibabaro'. Reka ahubwo twitegurire ibihe bikomeye kuruta gufatwa na vyo!

Ivyo bidushikana ku *ntumbero* yo kwiga uguhangana kw'ubushobozi mu buryo bw'impwemu nk'uburyo bw'ijanabutumwa: kwitegurira neza guhagarara dushikamye nk'abashingira intahe Kristo (ni ukuvuga 'aba maratiri') igihe ibintu biba bikomeye cane, ku buryo Ashobora kumara inkomezi z'umwansi *kuko 'tudakunda ubuzima bwacu gushika ku rupfu'* – co kimwe nka Daniyeli, abagenzi biwe, Esiteri, Moridekayi, Pawulo, Petero, Yohana n'abandi benshi.

---

[367] 21 & 22
[368] 12:11b
[369] Luka 21:8-19; Yoh. 15:18-21;16:1-4

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni izihe ndunduro zitandukanye tubona mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana?*
2. *Ni iyihe nyishu y'uguhangana kw'ubushobozi kwose mu Vyahishuriwe Yohana?*
3. *Ni abahe bantu bahangana ubwa nyuma mu guhangana kw'ubushobozi mu Vyahishuriwe Yohana?*
4. *Ni gute twita uguhangana kw'ubushobozi kwa nyuma kw'isi yose?*
5. *Ni ukuhe ari uguhangana kw'ubushobozi kwa nyuma mu Vyahishuriwe Yohana?*
6. *Ni iyihe mpamvu twokwiga yinyegeje inyuma?*
7. *Dukwiye ahubwo kwitegurira ibihe bikomeye kuruta … … …*
8. *Ni iyihe ntumbero yo kwiga uguhangana kw'ubushobozi nk'uburyo bw'ijanabutumwa?*

# Igice ca IV

## Ijanabutumwa & Igihe c'Iherezo -2-

*Intangamarara*

Mu gitabu ca mbere c'uru rukurikirane rw'*Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya – Igice ca I – Isezerano rya Kera* nanditse ivyanditswe bitanu vyerekeye Ijanabutumwa & Igihe c'Iherezo; muri iki gitabu ca nyuma co mu bitabu bitatu mperaheza urukurikirane n'ibindi bitandatu.

Insiguro y'ivyanditswe vyera dukoresha hano irabaho, itandukanye n'iyanje. Reka ibi ntibiguteshe umutwe, nimba vy'ukuri uhora wiyigisha cane ivyanditswe vyera uri wenyene – kandi ntukurikire gusa ivyo 'wama wumva'. Kuko ivyo wama wumva canke usoma mu bitabu bisigura Bibiliya canke ibinyamakuru – bibi cane! –, bishobora kutaba nk'ivya Bibiliya nk'uko wahora uvyibaza.

Ntuntahure nabi: nta muntu n'umwe azi ukuri kwose kandi nanje nuko. Pawulo avuga ko 'tuzi agace' gusa.[370] Ntugume wiyumvira gusa ngo 'ibi vyoba ari ukuri canke si kwo'; ahubwo iyumvire kandi ico insiguro zimwe z'ivyigwa ndoramana zikora muri wewe. Mu nsiguro y'iki cigwa: ivyigwa ndoramana biri muri wewe vyoba bigusunikira guheraheza Igikorwa Gihambaye Twahawe c'ijanabutumwa kw'isi? Canke uguma urota gusa ku mutaga ivyerekeye 'ukurokoka gukomeye' kuzogukura mu mibabaro, utaravye, ko nimba igikorwa Yesu yahaye Ishengero ryiwe ko caheze canke kitarahera?

Ndasenga ngo Mpwemu w'Imana, We aturongorera mu kuri kwose, azomurikire ubwenge bwanyu n'imitima yanyu, cane cane ubu ko dusubiye kwishira mu gikorwa kijanye n'igihe c'iherezo.

[370] 1 Kor. 13:12

## *1. Luka*

Turavye ibisigaye mu rukurikirane rw'Ijanabutumwa & Igihe c'Iherezo hamwe n'umwihwezo w'ibitabu bitandatu vyo mw'Isezerano Risha, mu vyanditswe bitandatu, ica mbere muri vyo kivuga ku butumwa bwiza uko bwanditswe na Luka.

Ijambo ngo 'tube maso' ryo mu bihe vy'iherezo[371] ririganje mu butumwa bwiza kandi ntiryemerera uwubura imbono ya kazoza y'ukuza kw'Umwami n'Ubwami bwiwe. Umuntu wese abaho adafise iyi mbono kandi atamwiteze, yiteze igihano.[372] Ntidushobora kwihanganira kubaho hano gusa n'ubu mu gihe twitwararitse cane ibintu vy'igihe gito.

Bisa nk'aho biboneka muri iki gice ko atari 'abantu bose gusa' – si n'Abakristo bose gusa' babigenewe, ariko neza neza ni 'abaja' bashinzwe inshingano kanaka. Aba baja ni bo, batumwe mw'ijanabutumwa, ak. intumwa (Petero ni we yabajije ikibazo!) canke nk'uko bimeze muri iki gihe: abajanabutumwa, hamwe n'inshingano zabo zo kubungabunga, kwitwararika no kugaburira abantu ba Shebuja.[373]

Igihe Yesu yavuga ivyerekeye ukugaruka kwiwe[374] yisunze imisi ya Nowa n'iya Loti. Aba bizera ntibirengagije canke ngo batangare igihe igihano cabazako. Bari baraburiwe hakiri kare kuzokizwa. Turashobora kwibwira ko mu bihe vy'iherezo[375] abizera benshi na bo, kubwo ubumenyi bukwiye bw'ijambo no guhishurirwa, bazomenyera hamwe ko igihe cegereje. Co kimwe no mu misi imbere y'umwuzure no muya Loti, abajanabutumwa bagize uruhara rukomeye mu misi igihano cari cegereje, ni ukuvuga Nowa avuga ubutumwa yongera yubaka ubwato, Aburahamu asengera abagororotsi basigaye i Sodomu.[376]

---

371 Luka 12:35-48
372 12:46,47
373 12:41-44
374 17:20-37
375 17:24,26,30,31,34
376 Ita. 6 & 18, neza neza

Mu mugani wiwe ku vyerekeye mina Yesu yagereranije ukuja mw'ijuru kwiwe kuba umwami[377] nko 'kuja mu gihugu ca kure'. Ukugaruka kwiwe kw'isi Akwita 'gusubira I muhira'.[378] Yari yabivuze ubwa mbere, ko aho ubutunzi bwawe buri, ari ho umutima wawe uzoba.[379] Umutima wiwe uri kumwe natwe, abageni biwe kw'isi, abo *azogarukira – ubutagisubirayo*. Oya, Araza Azananye ingero zacu,[380] icarimwe yongere Acire urubanza abansi biwe.[381] Habayeho ukuduzwa *kumwe*, hazobaho ukugaruka *kumwe*; *atari kabiri hamwe hamwe*, nk'uko bamwe babivuga.

Uguhamwa kuzoza ku bantu *bose* baba *kw'isi yose*.[382] Uguhunga Yesu atanga gusa ni ukwama tugavye no gusenga[383] *atari* ukubikurwamwo giturumbuka.

Abwira abigishwa biwe – atari Ishengero[384] – ko badakwiye kuremerwa no kudandahirwa, kuborerwa n'umwitwarariko w'ubuzima, kugira ngo uwo musi ntuzobazeko giturumbuka, nk'umutego.[385] Ntivyari ngombwa kubwira *abigishwa* ibi nimba bobaye bamaze kunyakurwa *imbere* yuko ibintu nk'ibi bibaho. Yesu avuga akurakuranya ivyerekeye imibabaro ikomeye[386] hamwe n'ivyerekeye ugusenyuka kwa Yerusalemu.[387] Ivyo bihe vya nyuma byabaye mu 70 INY.KR. Ibindi bihe vyose ntiyabivuga ku busa gusa, kuko *natwe tukiriho tuzoba ari ho turi nk'abashingira intahe Kristo b'iyi ndunduro nziza ya kahise!*

---

377 Luka 19:12
378 19:15
379 12:34
380 1 Kor. 3:14; 2 Yoh. :8; Ivyah. 2:23; 11:18; 22:12; Luka 19:16-19
381 19:27
382 Mat. 24:29; Mark. 13:9-28; Luka 21:26,35
383 21:36
384 21:5
385 21:34
386 21:8-19,25-36
387 21:20-24

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Kuki tudashobora kwihanganira kubaho hano gusa n'ubu, duha umwanya munini cane ibintu vy'igihe gito?*
2. *Ni abahe baja Yesu yavuze muri Luka 12:41-44?*
3. *Mbega abizera b'ukuri bazofatwa n'ukugaruka kw'Umwami batabizi? Shigikira inyishu yawe mu kwihweza Nowa na Loti.*
4. *Sigura wisunze umugani wa mina uvuge aho Yesu atera aja, igihe Azogarukira.*
5. *Ni ukuhe 'guhunga' Yesu atanga, igihe 'uguhamwa kuje ku bantu bose baba kw'isi yose'?*
6. *Ni ukuhe guhitamwo kw'ubwenge: kwitegurira guhamwa mu busa gusa, canke kuzosange utakwiteguriye ni kwaza?*

## *2. Ivyakozwe n'intumwa*

Nubwo ata majambo aremereye ari yo ku bijanye n'igihe c'iherezo mu Vyakozwe n'intumwa, si uko abuze. Cagumye mu vyiyumviro vy'abigishwa, bivanye nuko babajije Yesu ivyerekeye kugarukana ubwami bw'Abisirayeli,[388] imbere yuko Aduzwa. Muri kirya gihe, imbere y'ugusukwa kwa Mpwemu Yera, biraboneka ko batari bwatahure neza itandukaniro riri hagati y'Ubwami bw'Imana mu buryo bw'impwemu, nk'uko vyari kugaragara mw'Ishengero ryayo kw'isi hamwe n'Ubwami bwa Mesiya – ubwo bari bazi kuva ku buvugishwa bwo mw'Isezerano rya Kera – ko buzoshingwa kw'isi inyuma *y'ukugaruka* kwa Kristo. Twisunze ibice vyakurikiye mu Vyakozwe n'intumwa tubona ko intumwa zahavuye zironka ihishurirwa ryinshi ku vyerekeye itandukaniro riboneka hagati ya bwo bwompi, ndetse n'igihe kanaka bumwe bumwe buzogaragariramwo.

Hariho ibice bibiri nashaka kuvuga. *Ica mbere* kiboneka ku mpera y'ubutumwa bwa Petero.[389] Buri murongo wo muri iyi mirongo turabona amajambo ajanye n'igihe c'iherezo: 'ibihe vyo guhembuka; ngo na Yo Ize Itume Kristo' (twisunze ukugaruka kwiwe); 'ijuru rikwiye kumwakira gushitsa igihe Imana izosubira guhindura ibintu vyose bisha; umuntu wese atazomwumvira azorandurwa mu bantu; abavugishwa n'Imana bose uhereye kuri Samweli n'abamukurikiye baramenyekanishije ivy'iyi misi; imiryango yose yo kw'isi izohabwa umugisha'.

Inshingano zacu z'ijanabutumwa zizanwa n'umurongo wa 23: kuvuga ubutumwa kwuzuye kuba kurimwo inyandiko zo kuburira, atari ugushimikira gusa ku bwiza bw'amasezerano asigaye. Mu bihugu vyo mu Burengero biramaze kudakundwa cane gushiramwo imburi nk'izo; abantu ahubwo bumva ivyerekeye ijuru, kuruta ivyerekeye ingaruka zo kutizera hamwe n'ubuzima bw'icaha.

---

[388] Ivyak. 1:6
[389] 3:19-25

Dr. Lemmer Du Plessis[390] asigura iki gice, *Χρονων αποκαταστασεως παντων (Ikigiriki: Chronoon apokatastaseoos pantoon*, igihe co kugarura ibintu vyose),[391] nk'ibijanye n'*amategeko* yo muri *Edeni* azoganza kw'isi inyuma y'ukugaruka kwa Kristo'.[392]

Igice *ca kabiri* kirimwo amajambo ya Yakobo:[393] 'Kristo azogaruka, yubake ihema rya Dawidi ryatemvye, asanure ahasenyutse, arihagarike, kugira ngo amasigarira y'abantu barondere Uhoraho; ibi bintu vyamenyekanye uhereye kera hose.

Du Plessis yagize ico avuga kuri iki gice, ati 'Ukugarura ihema rya Dawidi ryatemvye bigira uruhara mu kugarura ibintu vyose Petero yahishuye.'[394] Asigura ko 'Ihema rya Dawidi ryatemvye atari … Ishengero, ariko ni ihanga rya Isirayeli.'[395] Iki cegeranyo gisa n'igifise ishingiro, kuko umuntu vyomugora cane kugereranya Ishengero (iryo amarembo y'ikuzimu atazoshobora kuganza) n'ihema rya Dawidi ryatemvye.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Kuki, mu vyiyumviro vyawe, hari hakiri amadidane mu vyiyumviro vy'intumwa, ku bijanye n'Ubwami bwa Isirayeli'?*
2. *Ni ibihe bintu bitandatu biranga ibihe vy'iherezo Petero yoba avuga mu butumwa bwiwe mu Vyakozwe n'intumwa 3?*
3. *Ni ibihe bintu Yakobo avuga mu Vyakozwe n'intumwa 15?*
4. *Ni uwuhe murongo werekana neza inshingano zacu z'ijanabutumwa?*
5. *Kuki ari 'ihema rya Dawidi ryatemvye' atari Ishengero?*

---

390 Mu gitabu ciwe *'The Return of Christ'*, Pretoria, South Africa, Aktuapers, 2004:263
391 Ivyak. 3:21
392 Yes. 51:3; Ezk. 36:35; Rom. 8:18-25
393 Ivyak. 15:16-18 – aho yandika ibivuye muri Amosi 9:11,12
394 Mu 2004:266
395 Co kimwe :268

### *3. Ab'i Korinto ba Mbere*

Hariho ibintu bimwe bimwe bijanye n'igihe c'iherezo muri iki cete bikwiye kwitwararikwa. Pawulo ahuza ukugaruka kw'Umwami no kubaho ubuzima bwejejwe.[396] Ategekanya ubuzima mu bizera bwo kubandanya bezwa, hamwe n'inyishu ya nyuma yo kugaragara ata mugayo. Ni imvugo, isa n'iyo yakoresheje igihe yandikira Ab'i Tesalonike.[397] Petero ahuza kubaho ubuzima bwejejwe co kimwe n'ukugaruka.[398] Ntihashobora kubaho ijanabutumwa kw'isi ata kwezwa; umujanabutumwa yejejwe ni igikoresho gikomeye mu biganza vy'Imana.

Mu kugaruka kw'Umwami hazobaho isuzuma ry'ibikorwa vyacu. Nimba ubwiza bwavyo bushobora kwihanganira umuriro w'urubanza canke butobishobora, bizoboneka kuri urya musi.[399] Ikibazo kizoba nimba ibikorwa vyacu ari ivy'agaciro k'ibihe bidashira canke atari vyo; nimba twarashize umwanya wacu, amafaranga n'ubuhinga mu guteza imbere Ubwami bw'Imana, canke mu rudandazwa rwacu rwo mw'isi gusa.

Pawulo ahuza kwakira impembo no kwirinda guca urubanza.[400] Yesu yahanuye Abigishwa biwe hakiri kare kudaca urubanza.[401] Igihe co guca urubanza ntikiragera. Gusa rero, igihe vyose bizoja ku mugaragaro,[402] igihe amakuru yose azoboneka, ubumenyi buzoba bwuzuye ku buryo abizera batazocira urubanza isi gusa, ahubwo n'abamarayika bazocirirwa urubanza n'abantu.[403]

Pawulo avuga ati, kubera ko igihe ari gito, ntidukwiye guhuzwa n'imigenderanire canke ngo duhe agaciro kanini ibintu bifadika dutunze.[404]

---

396 1 Kor. 1:7,8
397 1 Tes. 5:23
398 2 Pet. 3:11b,12a
399 1 Kor. 3:12-15
400 4:5
401 Mat. 7:1,2
402 10:26
403 1 Kor. 6:2,3
404 7:29-31

Yerekana ko vyihutirwa cane kuko 'iyi si uko iboneka iraheze'.[405] Ico akora mu buzima bwiwe ni iki kimwe gusa, 'yibagira ibiri inyuma agashishikarira ibiri imbere' – nk'uko yokwandikiye Ab'I Filipi mu nyuma.[406]

Ikindi kintu ngirakamaro kiranga ibijanye n'igihe c'iherezo ni ijambo ryiwe ryuzuye ivyo kuzuka, ibuye rikomeza imfuruka ry'ivyizigiro Gikristo n'inyigisho,[407] bizobaho imbere gato yo kugaruka kwa Kristo, kandi bizoca bitangurira kunyakurwa, igihe abera bakiri bazima bamusanganiye mu kirere, bose bakazogaruka kw'isi aho bazoganzanya na We mu kiringo c'imyaka igihumbi c'amahoro.[408]

Mw'ico gice nyene c'izuka, Pawulo arasigura bimwe mu bizoba inyuma y'imyaka igihumbi, igihe Kristo azoba yararanduye ubushobozi bwose bw'umwansi – harimwo n'urupfu. Hanyuma azoshikiriza Imana Data Ubwami bwo mw'Ijuru kw'isi kandi yongere asubire kuyiyegurira We nyene.[409] Ico gihe Yesu azoba yaramaze gukoresha 'ububasha bwose mw'ijuru no mw'isi'[410] imyaka ishika 3,000 – n'ubundi tukirindiriye Ijuru Risha n'Isi Nsha.[411] Ukuntu Pawulo yashaka cane ukugaruka kw'Umwami, bigaragarira mu mvugo yiwe 'Garuka, Mwami!' ku mpera y'iki cete.[412]

Kwongerako ibintu bijanye n'igihe c'iherezo mu kuvuga ubutumwa bwiza ni uburyo bwemejwe na Bibiliya bwo kwigisha imbono y'Ishengero kubwo Ubwami buzoza, Umwami azogaruka gutyo rero dukeneye gushikira imishaha yazimiye. Nk'ivyo ni ivy'agaciro gakomeye mw'ijanabutumwa.

---

[405] Ikindi kintu yahurizako na Petero, raba 2 Pet. 3:7,10b,11a
[406] Flp. 3:12-14
[407] 1 Kor. 15:23,51-55
[408] 1 Tes. 4:13-17; Ivyah. 11:15-19; 16:18; 20:4-6
[409] 1 Kor. 15:24-28
[410] Mat. 28:18
[411] Ivyah. 21:1
[412] 1 Kor. 16:22b

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Kubera iki igikorwa c'ijanabutumwa kidashobora kugira ivyamwa ata kwezwa?*
2. *Erekana uko bigenda iyo abizera bavutse ubwa kabiri bahagaze imbere y'intebe y'imanza ya Kristo.*
3. *Kubera iki Yesu co kimwe na Pawulo baduhanura 'kudacira urubanza'?*
4. *Ni gute inyifato zacu zikwiye kuba mu bijanye n'imigenderanire hamwe n'ivyo dutunze, dukurikije Pawulo?*
5. *Kubera iki ukuzuka gukwiye kugira uruhara runini mu kuvuga ubutumwa bwiza mw'ijanabutumwa ryacu?*
6. *Ni uruhe rugezo rw'umugambi w'Imana turindiriye inyuma y'ikiringo c'imyaka igihumbi c'amahoro?*
7. *Kubera iki dukwiye kwongerako ibintu bijanye n'igihe c'iherezo mu kuvuga ubutumwa bwiza?*

### *4. Ab'i Tesalonike*

Ibijanye n'igihe c'iherezo bituma abantu bigaburamwo imigwi itandukanye. Hariho amacakubiri hagati y'Abaporoti n'Abavugabutumwa ku bijanye no kumenya nimba hazobaho Ikiringo c'imyaka igihumbi c'amahoro musi y'ukuganza kwa Kristo imbere yuko Ijuru Risha n'Isi Nsha biboneka. Mu Bavugabutumwa harimwo itandukaniro ryo kumenya nimba ukunyakurwa kw'Ishengero kuzoba imbere, hagati canke ku mpera y'ivyago bikomeye. Hariho kandi ukwitiranya kw'ukuntu ukugaruka kwa Kristo gufitaniye isano n'ibindi bice vy'ibijanye n'igihe c'iherezo.

Itandukaniro nk'iryo ntirikwiye gutera impari; ukwubahana bisangiye gukwiye kubandanya. Intambara z'ivyigwa ndoramana zirashobora gukuraho ivyiyumviro vy'intumbero yacu, vyagenewe gushigikira Ishengero kujana ubutumwa bwiza ku migwi y'abatarashikirwa mu gihe gito gishoboka.

Birashoboka, ko hazobaho ubumwe budasanzwe mu gutahura kamwe ku kandi ku makuru ya nyuma nk'uko igihe kizogenda. Ukwitiranya ivyerekeye ibihe vy'iherezo si bishasha. Ab'i Tesalonike n'Ab'i Korinto mu nyuma[413] abari barigishijwe na Pawulo mu majambo, nta muco bari bafise ku vyerekeye ukugaruka kw'Umwami, ukuzuka, canke ibintu bizobitangurira. None, kubera iki ata bibazo twagize vyo gutahura neza ibi bintu?

Pawulo yumvise muri Timoteyo ko atari inyigisho zose zatanguriye izi, cane cane izerekeye ukugaruka kwa Kristo, zoba zaratahuwe neza. Ivyete vyiwe bikosora amwe muri ayo makosha; rimwe muri yo ryari rifitaniye isano n'abizera bapfuye[414] imbere yuko Yesu agaruka, abandi bakibaza ko umusi w'Uhoraho woba waramaze gushika.[415] Pawulo asigura *ibizoba* Yesu agarutse[416] hamwe n'ibintu bizoba *imbere* y'uwo musi.[417]

---

[413] Raba ibibazo Pawulo yishura mu 1 Kor. 15 uko bingana.

[414] Pawulo akoresha ijambo 'gusinzira' (1 T. 4:13-15) ku bapfa bapfira muri Kristo, kuko ntibaba bapfuye nk'uko biri: muri Kristo ni bazima. 'Urupfu' kubwa Pawulo bisigura 'gupfira hanze ya Kristo, kuzimira ibihe bidashira'.

[415] 2 T. 2:2

[416] 1 T. 4:13-17

[417] 2 T. 2:3-12

Uko biboneka nuko atari ibibazo vyose vyari vyishuwe: mu cete ciwe ca 2 yagiye muri kimwe ku kindi mu vyerekeye izindi ngingo z'ibijanye n'igihe c'iherezo. Ivyete vyompi bifise inyifato ikomeye y'ibijanye n'igihe c'iherezo, nubwo itandukaniro ari 'iyo gushimangira, atari iy'ingingo'.[418] Mu gihe ciwe ca mbere co kuguma mu gisagara, Pawulo abwirizwa kuba yarashimangiye ku bijanye n'igihe c'iherezo mu butumwa bwiwe kuko yavuga ibintu bimwe bimwe nk'ibizwi.[419] Ibijanye n'igihe c'iherezo ni igice ngirakamaro c'ivyigwa ndoramana vy'ijanabutumwa.[420]

Hariho ibice bitari bike mu vyete vyompi usanga ahanini bijanye n'igihe c'iherezo muri kamere.[421] Icete *ca mbere* kivuga ku bintu bizoba Yesu agarutse; *ica kabiri* ku *vyatanguriye* ukuza kwiwe. Munsi, turabona ibi bintu:

*Amategeko* azibira abagarariji, kugeza igihe inyubako y'amategeko n'urutonde bizoba bisenyutse bitewe n'ububasha bw'ibanga bw'ubugarariji,[422] ku buryo bitazoba bigishoboye kumurwanya.[423] Yesu yavuze ati: 'mu misi ya nyuma *ubugarariji* buzogwira'.[424] Igihe nicagera Uwurwanya Kristo (AntiKristo) azokwihishura.[425] Imana kandi ikoresha abamarayika mu kuzibira ubushobozi bw'abadayimoni.[426] Mpwemu Yera na we arafise inkomezi zo kuzibira Uwurwanya Kristo, kugeza igihe cashinzwe na we akaja ku ruhande.

Uwurwanya Kristo, kandi yitwa 'umuntu w'umugarariji' canke 'umwana wo kuranduka'[427] niyaboneka, ukuza kwiwe kuzoba kuri kumwe n'ibitangaza bitari vyo vyahumetswe na Satani.[428]

418 Morris, 1976:22
419 2 T. 2:5,6
420 Ibuka ko Pawulo, *umujanabutumwa*, yigishije ishengero ibijanye n'igihe c'iherezo kuva rikiri mu ntango.
421 1 T. 3:13b; 4:13-17; 5:1-4,23; na 2 T. 1:6-10; 2:1-12.
422 2 T. 2:6,7
423 Morris, 1976:129
424 'Ubugarariji' ni insiguro nziza y'Ikigiriki ανομια *(anomia)* kuruta uko 'ubunyakibi' (N.I.V.) buri, Mat. 24:12
425 2 T. 2:7,8a
426 Van den Berg, 1975:42,43, yisunga Dan. 10:13,20,21 na Efs. 6:11,12;
Ku biri muri kazoza, raba Ivyah. 7:1
427 Morris, 1976:127, avuga yuko izo mvugo zose uko ari zitatu zerekana umuntu umwe
428 Gereranya 1 T. 2:9 (bitari vy'ukuri) na 2 Kor. 12:12a (ivy'ukuri).

Azobesha abatazi Imana canke batumvira ubutumwa bwiza.[429] Azohinduka imbarutso y'ivyago, yihutisha inzira muri yo ari ho urugero rw'ivyaha vy'abatarizera ruzoba rwuzuye.[430] Ibi biherana n'ubugarariji bukomeye; Uwurwanya Kristo arwanya ikintu cose gisengwa, harimwo n'Imana.[431]

Ukugaruka kwa Yesu hamwe n'inyakurwa ryacu *bizotangurirwa*,[432] si vyo *bizokurikirwa*, n'ukwiyerekana kw'Uwurwanya Kristo hamwe n'ukurwanya Imana kwiwe, kugeza igihe Yesu azomuhana agarutse.[433] Pawulo avuga ubudasiba ivyerekeye *ukuza*, atari ivyerekeye *ukugaruka*.[434] Niyaza, abanse ukuri bose[435] bazocirirwa urubanza, mu gihe abizera bazotsindanishirizwa.[436]

Ikibazo, nimba abera bazoca mu vyago bikomeye gishobora kwishurwa na ego hamwe na oya. *Ego*, kuko bazoba bakiri kw'isi[437] kandi *oya*, kuko benshi – ariko atari bose[438] – bazorindwa igihe urubanza ruzozira abatarizera.[439] Umugore, ishusho y'Ishengero, ararindwa kandi ahabwa n'ubuhungiro mu gihe c'uburake bw'ikiyoka.[440]

---

429 2 T. 1:8,9

430 Gereranya ak. n'urubanza rw'Abamori (Ita. 15:16) hamwe n'imirongo isa yerekana iyi ngingo, ak. Dan. 11:36; Mat. 23:32 na 1 T. 2:16

431 2 T. 2:3,4

432 Simpson Jr., muri Hawthorne, Martin & Reid, 1993:938

433 2 T. 2:1,3,4,7b,8b

434 *Kimwe* kivugwa mw'ibanga, ni aho abizera bazojanwa gusa, n'*ikindi* ku mugaragaro, gucira urubanza Uwurwanya Kristo, inyuma y'imyaka 7.

435 2 T. 2:10b-12; 1:6,8,9

436 1:7a,10

437 Isirayeli yari ikiri muri Egiputa igihe Egiputa yahura n'Ivyago. Imana yavuze iti, 'Nzorobanura … Gosheni aho abantu banje baba' (Kuv. 8:22). Uku 'kurobanura' kwabaye incuro 5 (kandi Kuv. 9:4,26; 10:21-23 na 11:7). Co kimwe, Nowa n'umuryango wiwe babayeho *mu* Mwuzure, ariko barinzwe n'Ubwato. Daniyeli yarindiwe *mu* rwobo rw'intambwe, *ntiyakuweyo*; abagenzi biwe baterewe *mw'*itanure kandi bararinzwe, *ntibakuweyo.*

438 Dan. 11:33,34; Mat. 24:9; Ivyah. 6:9; 7:14; 11:7; 12:11; 13:7,10; 14:12

439 Ivyah. 3:10 'Nzokurinda igihe co kugerageza' hasiguwe nko 'kubanza gukurwayo', ariko irivuga ry'Ikigiriki τηρεω *(tereoo)* risigura gusa 'kurinda', 'kugumizako ijisho (rya hafi)', 'kwitwararika ko [atari]', 'kuba kw'izamu', 'kubika mu buryo kanaka'.

440 Ivyah. 12:13-17

Umwami azomanuka avuye mw'ijuru: ijwi rirenga, ijwi ry'umumarayika mukuru hamwe n'ijwi ry'inzamba bizokumvikana.[441] Ukwo kuza kuzoba giturumbuka, nk'umuco w'umuravyo.[442]

Pawulo yasanze bidakenewe kuvuga *igihe* ivyo bizobera, kuko bitari bwa hishurwe.[443] Uwo musi uzoza giturumbuka nk'igisuma mw'ijoro ku *batarizera*. Ntuzoza giturumbuka ku *bizera*.[444] Ico gihe bariteguye mu kumenya ibimenyetso vy'ibihe kandi bakabimenya bivuye mw'ijambo.

Niyaboneka mu bicu, abapfiriye muri Kristo bazozuka ubwa mbere[445] kandi Abakristo bazoba bakiriho bazohindurwa, ubwo nyene inyuma y'izuka (rya mbere).[446] Hanyuma abazutse kandi bahinduriwe ubuzima bazoterurwa baje gusanganira Kristo mu kirere[447] – ni aho guhurira gusa – aho *abantu bose bazogarukira kw'isi bavuye*.[448] Umurongo 'Ni ho tuzokwama tubana n'Umwami'[449] akenshi wama wasiguwe nkaho Kristo azojana Ishengero ryiwe ryose, abera bazutse kandi bahinduwe, kumwe na We mw'ijuru.

Ariko Kristo *azogaruka kw'isi*; ntazogarukira mu nzira ngo ace asubira mw'ijuru kandi. Mw'ico gihe ntitwoshobora kuvuga ivyerekeye *ukugaruka*! Mu bihe vy'Isezerano Risha vyari akamenyero ko igihe Kayisari *(Κυριος, Ikigiriki 'Kurios', 'Umwami')* agendeye igisagara, ugushika kwiwe kwamenyekanishwa n'abavuza inzamba; ari yo mpamvu y'umu marayika mukuru n'ijwi ry'inzamba. Abanyagihugu baca baja kumusanganira, bakanezererwa nuko yinjiye muri ico gisagara.[450] Kayisari *ntiyigeze* ajana abanyagihugu bo mu gisagara yagendeye I bwami.

441 1 T. 4:16a; 1 Kor. 15:52a; Mat. 24:30,31a; Zek. 9:14b; Ivyah. 11:15a
442 Mat. 24:27; Zek. 9:14a
443 1 T. 1:5; Ivyak. 1:7; Mat. 24:36
444 1 T. 5:2-4
445 1 T. 4:16b,15b; 1 Kor. 15:52b; iri ni ryo zuka rya mbere, Ivyah. 20:5,6
446 1 Kor. 15:52b; 1 T. 4:17a
447 Naho iri jambo rirengeye Bibiliya, uku guterurwa gukunda gufatwa nk'inyakurwa, 1 T. 4:17a
448 3:13b, 4:14b
449 4:17b
450 Morris, 1976:88,89; Van den Berg, 1975:84,85

Co kimwe, Kristo azoshinga Ubwami bwiwe bw'imyaka igihumbi kw'isi abuganzanye n'abera biwe.[451] Ni ho bazokwama babana na We: *kw'isi, atari mw'ijuru*.

None, ibi vyose bijanye n'igihe c'iherezo bihuriye he n'ijanabutumwa kw'isi? Ibijanye n'igihe c'iherezo vyawe bitegura ijanabutumwa ryawe. Turazi ko Igikorwa Gihambaye Twahawe kizohera *igihe iherezo rizozira*,[452] rero reka tuje ku kivi gushika Umwami agarutse.[453] Ariko nimba, witeze inyakurwa rishobora kuba 'umwanya uwo ari wo wose' urashobora kuruhura inguvu zawe, kuko ntaco bitwaye nimba wahejeje canke utahejeje. Mu karorero ka mbere ijanabutumwa rizokwiyongera, mu ka kabiri rirashobora guhagarara.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni iyihe ikwiye kuba inyifato yacu ku Bakristo basigura ibintu biba bijanye n'igihe c'iherezo mu buryo butandukanye n'ubwacu?*
2. *Ni ukuhe gushimangira nyamukuru kuri mu cete ca mbere candikiwe Ab'i Tesalonike? Kandi ni ukuhe kuri mu ca kabiri?*
3. *Ni vyiza kutigisha ibijanye n'igihe c'iherezo Ishengero rikiri rishasha kandi ritarakura? Pawulo yakoze iki?*
4. *Ni izihe mpamvu zitatu zituma ubugarariji buzibirwa?*
5. *Shira ibintu bikurikira mu rutonde rukwiye*
    - *Ukugaruka kwa Kristo*
    - *Ihishurwa ry'Uwurwanya Kristo (AntiKristo)*
    - *Ikiringo c'imyaka igihumbi*
    - *Ivyago bikomeye*
    - *Inyakurwa*
    - *Izuka rya mbere*
6. *Ishengero ryoba rizoca mu vyago bikomeye? Shigikira inyishu yawe ukoresheje ivyanditswe.*
7. *Mbega, ni irihe herezo ryo mu buryo bw'umubiri n'umugambi wa Kristo n'Ishengero ry'ibihe vyose n'ahantu hose, vyazutse kandi vyanyakuwe? Shigikira inyishu yawe.*
8. *Sigura uburyo ibijanye n'igihe c'iherezo vyawe bitegura ijanabutumwa ryawe.*

---

[451] Ivyah. 11:15b; 19:1 – 20:6
[452] Mat. 24:14
[453] Heb. 10:23-25

### 5. Ivyahishuriwe Yohana

Hariho insiguro nyinshi z'iki gitabu twoshira ku rutonde. Impamvu imwe ishobora kuba ar'uko tutarashika kure mu misi ya nyuma bihagije ngo tubone neza iyo turiko turaja. Turashobora kuba tutararengana 'itanguriro ryo kuramukwa'.[454] Uko umwanya ugenda, ugutahura kwacu Ivyahishuriwe Yohana, insiguro nziza yaco y'ivyabaye hamwe n'urutonde birashobora gukura. Birashoboka ko tuzonabona ukwumvikana kwiyongera nko ku nsiguro y'ukuri.

Hagati aho dukwiye kwibaza *ingaruka* z'ukuntu tubona Ivyahishuriwe Yohana. Mbega ugutahura kwacu kuturungika kuryama kuko twiteze inyakurwa vuba? Canke kudusunikira ku bikorwa, kubera ko dushobora kwihutisha ukuza kw'Umwami[455] mu kubaho ubuzima bwejejwe no kuvuga ubutumwa bwiza gushika ku mpera y'isi?[456] Inyigisho zacu z'ibijanye n'igihe c'iherezo zirashobora kwemezwa canke kwankwa n'uruhara rwacu mw'ijanabutumwa kw'isi. Nimba twizera ko Kristo atazogaruka gushika habaye abizera bo mu 'miryango yose, indimi zose, amoko yose n'amahanga yose',[457] tuzokora ibishoboka vyose kugira ngo ivyo bibeho mu gihe turiho!

Gushingira intahe ukugaruka kwa Kristo birashobora kuba impamvu ikomeye yo kudutera intege kugira uruhara mw'ijanabutumwa kw'isi. Ni igiki coshobora guha umugisha isi kuruta ukugaruka kwiwe?

Nimba Ishengero ryoba rigiye kunyakurwa mu gice ca 4:1 ntaco vyorimariye kumenya ibibera kw'isi mu gihe atariho riri; Ivyahishuriwe Yohana cari kureka kuba igitabu c'Ishengero hanyuma kikaba ic'abatarizera 'basigaye inyuma'– ata muntu n'umwe wo kugisigura.

---

454 Mat. 24:8; Mark. 13:8. Kuramukwa vyongereza (ubwicanyi, indwara, intambara) n'ibiza bisanzwe (nyamugigima, imyuzure, inzara, uruzuba n'ibindi) vyuzuye isi. Turashobora kuba hagati y'Ivyah. 6:11 na 12, hagati y'ikidodo ca 5 n'ica 6. Turashobora gusigura 6:12-14 nk'ibintu bisanzwe canke nk'amasanamu y'ukuri yo mu buryo bw'impwemu, ariko ubwoba rusangi bw'ababa kw'isi (umur. wa 15-17) ntiburagaragara; kandi nta nuko turabona ikimenyetso c'ikidodo c'indwi.

455 2 Pet. 3:12

456 Mat. 24:14

457 Ivyah. 5:9; 7:9

Ivyahishuriwe Yohana ni ubuvugishwa, bugaragarira mu mashusho akeneye insiguro kandi bukwiye kugereranywa n'ibindi vyanditswe vy'ubuvugishwa kugira ngo turonke insiguro y'ukuri.

Biba bigoye cane iyo tubonye amashusho *mashasha* mu Vyahishuriwe Yohana: ayo tutigeze duhura na yo ubwa mbere. Dutegerezwa kwitonda kugira ngo ntidusome ibitanditse mu gisomwa. Dutegerezwa gutahura ko Ivyigwa ndoramana vy'Ijanabutumwa atari ahantu ho kuvurira insiguro z'Ivyahishuriwe Yohana; yamara insiguro zimwe zimwe ntitwozirengagiza. Hano hariho uburorero bumwe:

Uburyo Yesu yerekanwa bitwibutsa ivyo Daniyeli yanditse;[458]
Yesu asigura insiguro y'ibiterekwako amatara n'inyenyeri We Ubwiwe;[459]
Inkota ikarishe impande zompi iva mu kanwa kiwe ni Ijambo ryiwe.[460]

Nta gukekeranya *ko ukubaho, ukuyakoresha* n'*ivyabaye ubwa mbere* ku mashusho vyerekana ukuri mu buryo bw'impwemu nk'uburorero bw'insiguro nziza. Akaga mu gusigura iki gitabu ni *ugufata* ibintu bitagira icemeza c'igisomwa. Iyumvire nk'akarorero ivyerekeye *ingaruka* z'inyakurwa. Bamwe bemeza ko imodoka n'indege zizogwa, zikica ama miliyoni. Nta gisomwa cerekana aho hantu. Dushobora kutarenga akarimbi kari hagati y'amakuru ya Bibiliya hamwe n'ukwibaza kw'abantu, 'kurenga ivyanditswe'.[461]

Iki gitabu cabaye ngirakamaro cane ku mashengero yo muri Aziya. Barahamwe cane.[462] Ibibazo vyinshi, bibaraba, vyaravuzwe[463] ariko insiguro yavyo ishika kure cane. Ivyahishuriwe Yohana coshobora kubonwa nk'ubuvugishwa bw'imbono ya kahise k'Ishengero, mu gihe, vyinshi muri vyo bikiriko biraza. Cerekana *Ishengero ry'imibabaro y'ibihe vyose* – harimwo n'iyo mu misi ya nyuma. Ishengero ry'ukuri rya Kristo rizokwama ribabazwa:

458 Gereranya Ivyah. 1:12-20 na Dan. 7:13
459 Ivyah. 1:20
460 Efs. 6:17b; Heb. 4:12
461 2 Kor. 4:6
462 Ivyah. 1:9; 2:3,9-11,13
463 Igice ca 2 & 3

mu misi ya nyuma uko guhamwa kuzokorwa ahanini n'Ishengero ry'abahakanyi, imaraya y'I Babuloni.

Ukuri kwerekanwa neza n'Igitabu ca Foxe c'Abahowe ijambo ry'Imana (Foxe's Book of Martyrs)',[464] ariko hariho n'ibindi amajana, vyanditswe mu gice ca 2 c'ikinjana ca 20[465] n'ibindi vya vuba cane.[466] Imwe mu ntumbero zikunze kwankwa z'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana rero, ni *ugutegura Ishengero kwirwanako mu gihe co guhamwa* 'guhagarara rishikamye gushitsa kw'iherezo'[467] hamwe no 'kudakunda ubuzima bwabo kugeza ku rupfu'.[468]

*Dukurikije imbono y'ijanabutumwa kw'isi* biragaragara ko 'iherezo' ritazoza gushika ubutumwa bwiza bumaze kuvugwa gushika ku mpera y'isi.[469] Utu turere tuzoshikirwa biciye gusa mu mibabaro ikomeye yo gutuma amashengero n'ibimazi bikomeye vy'abajanabutumwa. Igitigiri kanaka c'abahowe ijambo ry'Imana *kiranakenewe* imbere yuko iherezo riza.[470] Amashengero menshi aguma arota ku mutaga ivyerekeye inyakurwa atariko aragira uruhara mu gushikira abatarashikirwa. Ariko amajambo ya Kristo ntasigurwa cane: ata kuvuga ubutumwa gushika ku mpera y'isi bisigura ko ata 'herezo' (ni ukuvuga uguherahezwa kw'Igikorwa Gihambaye Twahawe giherahezwa *n'abigishwa ba Kristo* – uwundi ni nde?), bitabayeho nta nyakurwa rishoboka, kuko Abakristo b'Igikorwa Gihambaye Twahawe bose bazoba baza bagiye.

*Dukurikije imbono y'Ubwungere,* uwo wese ahisemwo uruhande rwiwe rwerekeye inyakurwa 'ry'imbere, ryo hagati canke ry'inyuma', ategerezwa kwishura iki kibazo: 'Ni vyiza *kwitegurira* guhamwa hanyuma *ntuhure* na kwo, canke *kutitegura yamara* ugahura na kwo?'

---

464 Chadwick, 2001

465 Ak. ibitabu vya Richard Wurmbrand, the brothers Haralan na Ladin Popov, Brother Andrew, Jan Pit, n'ibindi.

466 Ak. Yun, *The Heavenly Man* (2002) na *Back to Jerusalem* (2003) na Paul Hattaway kandi birashoboka ko ari ngirakamaro cane: *Blood and Sorrow*, 2012

467 Mat. 10:22; 24:13

468 Ivyah. 6:9-11; 12:11

469 Mat. 24:14

470 Ivyah. 6:11b

Ni vyiza *kwitegura* hanyuma ukabwirwa ko wihenze, kuruta *kutitegura* hanyuma ukarugwamwo kuko wabwiwe ibitarivyo.

Yesu yabwiye abigishwa biwe ati: 'Ni ho *bazobatanga* ngo *muhamwe*, *bazobica* kandi *muzokwankwa n'amahanga yose* kubera Jewe. Ni ho *benshi bazova* mu kwizera … urukundo rwa *benshi* ruzotimba'.[471] Ikibazo c'insiguro y'imbere, yo hagati canke y'inyuma' ntikijanye nk'ico ubwungere. Turiteguye guhura n'ibibi? Si ikibazo c'iciza n'ikibi, ahubwo ni ic'uwuzohagarara ashikamye gushitsa kw'iherezo canke akagwa!

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ikihe gishobora kwerekana neza ko ari co kimenyetso ciza co gusigura mu kuri ibihe bizoba kandi biri mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana?*
2. *Sigura uburyo imbono yawe ku bijanye n'igihe c'iherezo igira ingaruka ku mbono yawe y'ijanabutumwa kw'isi.*
3. *Sigura uburyo ivyiyumviro bimwe bijanye n'igihe c'iherezo bishobora 'kurenga ivyanditswe'.*
4. *Ni iyihe ntumbero y'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana ikunze kwankwa?*
5. *Nimba hariho igitigiri kanaka c'abahowe ijambo ry'Imana 'gikenewe' imbere yuko iherezo riza, hitamwo nimba wewe ubwawe wumva wokwemera kuriha ico giciro.*
6. *Dukurikije imbono y'ubwungere, wumva witeguye mu buryo bw'impwemu mu gihe guhamwa bibaye ivyo utosimba?*

[471] Mat. 24:9,10,12 (indome zikitse)

### *6. Ishengero riri he mu Vyahishuriwe Yohana?*

Abakozi b'Imana y'abayuda n'abanyamahanga baradomweko ikimenyetso[472] kugira ngo bashobore gutandukana n'abandi bantu kandi ntibagiririrwe nabi igihe ikidodo c'indwi kizotanguza inzamba indwi.[473] 'Ivyatsi, ibiterwa canke ibiti'[474] ntaco bizoba. Ni abizera mu ngazi zitandukanye zo gukura mu buryo bw'impwemu badomweko ikimenyetso c'Imana, bitandukanye n'abadafise ikimenyetso cayo mu ruhanga.[475] Turabona hano uburyo isanamu n'ukuri bikabukana.

Abatubaha Imana ntibarihana.[476] Ibi bivuze ko ubwoko bw'Imana *bukiri hafi* bukwiye kubahamagarira kwihana. Abantu ntibazokwizera kiretse babwiwe ubutumwa bwiza.[477]

Yohana yabwirizwa guharura abahimbaza mu rusengero no kubipima.[478] *Abizera* ni urusengero rwa Mpwemu Yera nk'uko *Ishengero* riri:[479] Ababamwo kandi Aba muri bo. *Ugupima* gusuzuma ugukura mu buryo bw'impwemu kandi *uguharura* guhinyuza ukwuzura kw'ibiharuro. Abakozi b'Imana[480] *baracari hafi* mu gihe abarongozi babo bakomeye, abashingira intahe Kristo babiri, barangije igikorwa cabo c'imyaka 3½.

Uburyo dusigura Ivyahishuriwe Yohana, bifitaniye isano n'uburyo dutahura uko bikurikirana. Nubwo ivyiyumviro bitandukanye, nashaka kubabwira ibintu bikurikira:

Igitabu *ntigishobora* gusomwa nk'inkuru zikurikirana. Ibice vy'*Isi*' n'*ijuru*' birakurikirana binyaruka, ku buryo uko gukurikirana canke mbere uburyo bwo kubisigura busa n'ubutari bwo. Yohana yabandanije 'agenda'.

---

472 Ivyah. 7
473 Ivyah. 7, 8 & 11
474 9:4a
475 9:4b
476 9:20,21
477 Rom. 10:13-15
478 Ivyah. 11:1
479 1 Kor. 3:16,17; 6:19
480 Ivyah. 7:3

*Igice ca 1* gifise igihe *ntarengwa,* ku buryo ihishurirwa ryabaye mu gihe kanaka n'ikibanza[481] kandi *ntibigira* igihe*,* kuko Umwami Nyenicubahiro uko yari ejo n'uyu musi ni ko akiri.[482]

*Igice ca 2 n'ica 3*, vyandikiwe amashengero indwi yo muri Aziya, birafise *igihe ntarengwa*. Yamara bifise ubutumwa bujanye n'Ishengero ry'iki gihe kandi birashobora no kwerekana ibihe vya kahise k'Ishengero. Inyuma y'ibice' bitatu bivuga kw'isi' hakurikira 'ibice' bibiri bivuga kw'ijuru', ariko ivyerekanwa mu bice vya 6-11, nimba bibonekana mw'ijuru canke kw'isi, bifise ingaruka kw'isi: umugambi w'Imana, wanditswe ku muzingo ukazingururirirwa mw'ijuru, wiyerekanira kw'isi mu bidodo, inzamba n'inzavya.

*Igice ca 4 n'ica 5* birafise *igihe ntarengwa*: Yohana yabonye ivyabereye mw'ijuru *kiriya gihe*,[483] ariko kandi ibintu bimwe bimwe vyo mu *gihe c'iherezo*.[484] Ibi vyerekana ugushitsa umugambi w'agakiza k'Imana: ubu rero tubona abantu bavuye mu 'miryango yose, indimi zose, amoko yose n'amahanga yose' imbere y'intebe y'Imana. Ubwa nyuma, Yohana abona ukuri kumwe kumwe *kw'ibihe bidashira*.[485]

Turabona kahise k'Ishengero kuva mu ntango gushika kw'iherezo[486] hanyuma Ikiringo c'imyaka igihumbi c'amahoro.[487] Ibi bice ntibigize urukurikirane rw'ivyabaye rudasambuka; tubona kahise incuro zibiri, mu mbono zitandukanye. Imbono *ya mbere* ivuga ivyerekeye kahise k'Ishengero ryose;[488] *iya kabiri* ahanini yerekeye imisi ya nyuma:[489]

---

481 95 INY.KR, mw'izinga Patimo
482 Heb. 13:8
483 Ivyah. 4:1; 5:1-5
484 5:9,10; 7:9
485 Ak. 4:2-11; 5:6,11-14
486 Igice ca 6-19
487 20:4
488 6:1 – 12:3
489 12:4 – 19:21

| Imbono ya mbere | Imbono ya mbere | Isano |
|---|---|---|
| 6:1-11 | 12:1-3 | Kahise kuzuye k'Ishengero |
| 6:12-11:19 | 12:4-19:21 | Imisi ya nyuma ya kahise k'Ishengero |
| 6:1,2 ifarasi imwe yera | 19:11-16 ifarasi nyinshi zera | Yesu Kristo |
| 7:1-9 | 14:1-5 | 'abantu' 144,000 |
| 11:15-17 | 19:4-9 | Ubwami bw'Imana kw'isi |
| 11:18-19 | 14:17-18:24; 19:2,3,17–20:3 | Urubanza rw'amahanga na Babuloni; Satani yaciye abohwa |
| **Ibigenda bibangabanganye muri kahise k'Ishengero no mu Vyahishuriwe Yohana** | | |

Yohana yerekana inzamba ya 7 nk'ijwi rirenga', 'rya nyuma' kandi nk'ijwi ry'inzamba',[490] vyose bifitaniye isano n'izuka,[491] ako kanya nyene inyuma y'urupfu rw'abahowe ijambo ry'Imana ba nyuma,[492] imbere gato yuko Kristo agaruka.[493]

Vyinshi bibera mu mirongo mike cane, nko mu mwanya umwe: abahowe ijambo ry'Imana ba nyuma baricwa hanyuma imivyimba yabo ikaryamikwa mu mabarabara y'I Yerusalemu imisi 3½[494] nk'uko Yesu yishwe akaryamikwa mu mva imisi itatu; bazuka mu bapfuye nk'uko Yesu vyagenze[495] hanyuma bategekwa 'kuvayo', nk'uko Yesu yaduze mw'ijuru.[496] Iri ni inyakurwa: ririmwo abashingira intahe Kristo babiri hamwe n'abakiriho bose kandi bari muri Kristo. Inyuma yo kuzuka abari muri Kristo bazohindurwa[497] hanyuma nyamugigima ikurikire, nk'igihe Yesu yazuka.[498] Bamaze gusanganira Yesu mu bicu,[499] baca bagaruka kw'isi ahazoshirwa Ubwami bw'ikiringo c'imyaka

[490] Gereranya Ivyah. 11:15 na Mat. 24:31 (ijwi rirenga), 1 Kor. 15:52 (rya nyuma) na 1 Tes. 4:16 (ijwi ry'inzamba).

[491] Ni ukuvuga izuka *rya mbere*. Abapfiriye muri Kristo gusa ni bo bazozuka (1 Tes. 4:14; Ivyah. 20:6a). Mw'izuka *rya kabiri* (iherezo ry'Ikiringo c'imyaka igihumbi), abandi bose bazocirirwa urubanza ku ntebe ikomeye yera (20:5,11-15)

[492] 11:7,11,12

[493] 1 Tes. 4:15; raba kandi Zek. 9:14

[494] Ivyah. 11:7-9

[495] 11:11; Mat. 28:6

[496] Ivyak. 1:9

[497] 1 Kor. 15:51-53

[498] Ivyah. 11:13; Mat. 28:2

[499] 1 Tes. 4:17

igihumbi[500] aho ibirori vy'ubukwe bw'Umwagazi w'Intama bizobera,[501] ngira ngo inyuma yo guheza imanza.[502]

Mu nsiguro nziza, nta 'kuza mw'ibanga' kw'Umwami ku bizera gusa kuzobaho kandi 'ukuza ku mugaragaro' mu nyuma kuzobaho kubwo abandi, basigaye inyuma. Bibiliya ivuga ivyerekeye ukugaruka, atari kumwe kugabuyemwo kabiri; bitabaye uko naho hoca haba ukugaruka kubiri. Kristo azogaruka kuguma ngaha, atari 'ukuturokora' hanyuma ngo asubire mw'ijuru areke abasigaye ngo babandanye guteka. Kubera iki yoza, nimba atari yateguye kuguma ngaha? 'Umuganwa ntiyagiye … kwimikwa ngo *agaruke*'?[503]

Nta kindi kintu twoshobora kugirako icegeranyo kiretse ko Ishengero riri hafi mu gitabu cose c'Ivyahishuriwe Yohana. 'Iherezo' rivugwa incuro zibiri,[504] harimwo uguhorwa Imana kw'abera, ukuzuka, inyakurwa, kugaruka, gutsinda Uwurwanya Kristo, guca imanza, ubukwe bwo ku mugoroba hamwe no guheraheza Ubwami. Inyuma ya vyose, vyomara iki guha Ishengero iri hishurirwa, nimba Ishengero risa nk'aho ataho rihuriye n'ishirwa mu ngiro ryaryo?

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ibihe vyiyumviro bibiri nyamukuru vy'umwanditsi, bivuga ko Ishengero ririho mu gihe cose igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana cerekana?*
2. *Erekana ibintu vyinshi vyabaye dukurikije imbono y'Ivyah. 11:7-19 mu rutonde rwiza.*
3. *Sigura impamvu n'uburyo tucitezemwo ukugaruka rimwe kwa Kristo.*

---

500 Ivyah. 20:4-6

501 19:1-7. Bibiliya ntivuga ivyerekeye inzira canke umwanya w'uku Gusangira. Ivyiyumviro birabura umushinge w'ivyigwa ndoramana.

502 11:18,19

503 Luka 19:12 (indome zikitse)

504 Mu Vyah. 11 & 19

# Igice ca V

*Gutanga Icubahiro*

Tugeze kw'iherezo, ku ndunduro ikomeye cane: muri iyi nkuru imwe yo mu gice ca V turabona ivyigwa nyamukuru vy'abajanabutumwa vyose uko ari cumi na bibiri, aho twabonye intango mu gitabu c'Itanguriro, izana ivyamwa neza. Imbuto yo mw'Itanguriro yamaze gukura neza. Kuri twe ibi biracari kazoza.

Reka nongere mbaze ikibazo kandi: ni irihe dini rishobora kugereranywa n'ukwizera kwa Bibiliya? Ni ikihe gitabu, uretse Bibiliya, kitubwira neza ico kazoza kabitse? Ni ikihe gitabu kindi, kirimwo ubuvugishwa, gishobora kwemeza neza ko ari ukuri 100% ku vyerekeye ibice 80% vy'ubuvugishwa bwaco bwose bumaze gushika? Ni nde yokwubahuka gukekeranya ko ibice 20% bisigaye bitarashika, bizoshitswa n'ukuri kutagira agatosi?

Twisunze aho turi bizoba bibi cane kw'isi yose, ariko ntazoba ari umuhero. Iherezo rizoba icubahiro ntangere, ubwiza, amagara meza, ubutungane, ihumure, kugororoka, ibintu vyinshi vyiza cane ku bantu bose bizera Yesu Kristo kandi bamaze gusubiza hamwe n'Imana.

Reka tubandanye tuja mw'isi yose nk'uko Kristo yadutegetse, mu gihe habaye umusi wo gukora, kugira ngo dukize benshi bashoboka kumwe n'ubu butumwa butangaje. Kugira ngo na bo bashobore kugira uruhara mw'I paradizo nsha, iganzwa na Yesu Kristo.

### ***Ivyigwa Nyamukuru Cumi na Bibiri vy'Abajanabutumwa mu Vyahishuriwe Yohana Vyakozwe***

Ivyigwa nyamukuru vyose uko ari cumi na bibiri twabonye mw'Itanguriro bisanga indunduro yavyo mu Vyahishuriwe Yohana: vyarongerejwe cane kandi ibikenewe vyose kuvugwa no gukorwa vyaravuzwe kandi vyarakozwe gushika ubu, ari vyo vyerekana amajambo ya nyuma ya Yohana.

*Ijanabutumwa ry'Imana (Missio Dei* icigwa nyamukuru ca 1) ryashitse kw'iherezo. Ikiremwa muntu carakijijwe kandi n'ubundi ubusabane hagati y'Imana n'umuntu ntibukizibirwa. Imana irashobora kwongera kwihishurira abantu, nk'uko yabikoze mu gihe Adamu & Eva bagendagenda mw'Itongo rya Edeni imbere yuko bagwa mu caha.[505] Ishusho y'Imana n'iy'umuntu, co kimwe n'ingendo hamwe n'ibiganiro vyarongeye guhuzwa no gushirwa hamwe, bikabera ku ntebe y'Imana, nk'uko Yabishatse kuva mu ntango.[506] Ugufatanya kwuzuye hagati y'Imana n'umuntu kuraboneka gushika ubu.[507]

Igikorwa c'Ishengero c'ijanabutumwa kw'isi (icigwa nyamukuru ca 2), *Ijanabutumwa ry'Ishengero (Missiones Ecclesiae)* na co nyene caraheze. Ishengero ryifatanije n'Imana mw'ijanabutumwa ryayo kw'isi. Imana niyaheza, nta gikorwa kizoba gisigaye kw'Ishengero co gukora ku bijanye n'agakiza k'abantu. Igikorwa gishasha c'abanyeshengero ubu kizoba ico kuganzanya na Kristo ibihe bidashira. Bibiliya iguma ihoze ku vyerekeye uko ukwo kuganza kuzoba kumeze, ariko kurashobora kwitegwa ko kuzoba kunezereye birenze indoto.[508]

Ingorane z'icaha c'umuntu (icigwa nyamukuru ca 3) ntizikibaho.[509] Ukubaho kw'icaha gushobora guhinduka ikibazo cibagiwe, canke mbere ikibazo kitagifise ingaruka ku buzima budashira abizera bazonezerererwa.

---

505 Ita. 1 & 2 ni icirore c'Ivyah. 21 & 22: ibice 4 gusa 'bitagira icaha' muri Bibiliya

506 Ita. 1:26,28

507 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 1: Ivyah. 1:1b; 5:6c; 11:3a & 22:6a,16a

508 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 2: Ivyah. 1:11,19; 10:8b,9b,11; 11:1b,3b; 22:6b,16b.

509 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 3: Ivyah. 2:4,5a,9b,20,21b; 3:1c,15a,16a,17; 6:4; 9:20,21; 11:2b;13:3b,4,8a,12b; 14:8b,9,11b; 16:2b,6a,9,11,21b; 17:2,4b-6a,13,14a; 18:3,5,7b,9a,24; 19:2b,19,20b; 20:9a; 21:8a; 22:11a,18a,19a

Nimba hakiriho kwibuka icaha, bizoba bimwe bitagifise inyiyumvo zindi, nko kwagirizwa canke ububabare. Nk'uko icaha casiguwe nko 'kubura ikimenyetso', 'ikimenyetso' ubu ntigishobora gusubira kubura, kuko bose babaye nka Kristo, kuva Agarutse.[510]

Inkomoko y'icaha, umurwanizi (icigwa nyamukuru ca 4) yarangiranye na co. Inyuma y'ukugaruka kwa Kristo, mu ntango y'Ikiringo c'imyaka igihumbi c'amahoro, yarafunzwe muri kiriya kiringo, kugira ngo azorekurwe igihe gito ico kiringo nicahera. Igihe Yerusalemu Nsha izomanukira ivuye mw'ijuru, nta murwanizi canke abadayimoni bazosubira kuboneka ahandi hantu kiretse mu kiyaga c'umuriro, aho batazokwigera bagaruka.[511]

Inyishu y'Imana ku ngorane z'icaha (icigwa nyamukuru ca 5) yarujujwe. Abari bashaka gukizwa bose barakijijwe, bisunga inyishu Yayo. Imana yamye itanga inzira imwe gusa y'agakiza kandi indunduro y'iyo nzira imwe yabonetse mu maraso Kristo yasheshe i Karuvari. Aya maraso yasesetse kugira ngo 'akureho ivyaha vy'abari mw'isi'.[512] Kandi mu vy'ukuri: nta caha na kimwe kiboneka ahantu na hamwe.[513]

Inyishu umuntu yirondereye kubw'ingorane z'icaha (icigwa nyamukuru ca 6) zabonetse ko zidakora kandi turabona ni nk'aho ata mirongo iri mu Vyahishuriwe Yohana yerekana iki icigwa.[514]

Umwana w'Isezerano (icigwa nyamukuru ca 7) yarashikije ivyo Data yasezeranye vyose.[515] Ntidukwiye gutangazwa nuko ivyigwa vya Kristo mu Vyahishuriwe Yohana bikomeye cane.[516] Raba kandi iki kibaho aha hepfo:[517]

---

510 1 Yoh. 3:2

511 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 4: Ivyah. 2:9b,10a,13,24b; 3:9a; 8:11; 9:1b,2a,3-5,7-11,15-19; 11:7b; 12:3,4,7b-9,10b,12b,13,14b-17a; 13:1-3a,4-7,11-17,18b; 16:13,14; 17:3b,7b-14,16; 18:2b; 19:19a,20a; 20:2,3,4c,7,8a,10a. Mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana Satani arashirwa ku mugaragaro kuruta ubwa mbere

512 Yoh. 1:29

513 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 5: Ivyah. 1:2,3,5,6; 2:5b,7,10b,11,16a,17,21a,22b,25,26a,29; 3:2,3a,4-6,10-13,18-22; 5:9b; 7:10,14b; 12:10a,11; 13:8b,9,10b; 14:1b,3b-7,12,13; 15:2b; 18:4; 19:1b; 20:4d,6; 22:11b,14,17b

514 Hariho mikeyi gusa ku cigwa ca 6: na yo ni 2:6,15

| Yesu Kristo nk'Umuntu | Mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana |
|---|---|
| Mu bumuntu bwiwe | 1:13; 5:5; 22:16 |
| Mu bumana bwiwe | 1:8,17; 2:8,18; 3:7,14; 4:8; 11:15; 12:10; 19:11 |
| Mu gikorwa ciwe co gucungura | 1:5; 5 |
| Mu kuzuka kwiwe | 1:5,18; 2:8 |
| Mu kugaruka kwiwe | 1:4,7,8; 4:8; 19:6; 22:7,16 |
| Mu rubanza rwiwe | 1:16,18; 2:18,23; 19:2,12; 20:12; 22:7,12,14 |
| Mu migenderanire yiwe n'Ishengero | 1:16; 2:1; 3:14; 17:14; 22:16 |
| Mu migenderanire yiwe n'isi | 1:5; 17:14; 19:16 |

Umugambi w'Imana mw'isi yose (icigwa nyamukuru ca 8) wararangiye. Ubutumwa bwiza bwarashikanywe mu miryango yose yo mw'isi, nk'uko Imana ubwa mbere yari yasezeraniye Aburamu.[518] Iki si icigwa kigwiriye cane mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana.[519]

Ibigize iyi miryango yo kw'isi, tubibona neza mu mvugo y'amahanga (icigwa nyamukuru ca 9). Nta n'umwe abuze uwumuserukira imbere y'intebe y'Umwagazi w'Intama. Imigwi y'abantu 16,700 yose, dukurikije ibiharuro vy'Umugambi wa Yosuwa, irahari. Imvugo y'imigwi y'abantu 'batarashikirwa – canke bamaze gushikirwa gato' ntikibaho. Ndetse na kure cane muri bo harashikiriwe.[520]

Igisagara ca Babuloni, co kimwe n'amadini hamwe n'inyubako ikomeye y'ivya politike kw'isi yose vyateye imbere buhorobuhoro (icigwa nyamukuru ca 10) vyarasenyutse rwose.

---

515 Nko mu ntango z'Ita. 3:15 hamwe n'incuro amajana kuva kera

516 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 7: Ivyah. 1:1,2,5-7,9,13-18; 2:1b,8b,12b,18b; 3:1b,7b,14b; 5:5-7,9,12,13; 6:1-3a,5a,7a,9a; 7:9b,10,17a; 11:15; 13:8b; 14:1,4,13a,14; 15:3a; 17:14; 19:11-16,19b; 20:4b; 21:14b,22b,23b,27b; 22:3b,7,12,13,16,20,21

517 Aebi, 1978:198,199, icasubiwemwo kigufi, kiterekana neza ivyiyumviro vy'uyu mwanditsi

518 Ita. 12:3

519 Hariho mikeyi gusa ku cigwa ca 8: na yo ni Ivyah. 4:11; 5:9b-14; 7:12,17

520 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 9: Ivyah. 1:7b; 2:26b,27; 5:9b,10; 7:4-10; 10:11; 11:2b,9,10a; 11:18a; 12:5a; 13:7b; 14:1-5,6b,8,15b,16,18b; 15:4b; 16:14b,16,19a; 17:2,12,15-17,18b; 18:3,9a,10a,11a,14a,15a,17b,23b; 19:15,18,19a; 20:3b,8b; 21:24,26; 22:2b

Nta kwongera guhamwa, gukandamizwa, gusambana, ubupfumu, itama canke kuvumana ukundi.[521]

Abantu bose baciriwe urubanza dukurikije ibikorwa vyabo hamwe n'uguhitamwo kw'abanse agakiza birangiye bahawe icubahiro (icigwa nyamukuru ca 11). Nta yindi nzira yoshobotse: nk'uko umuntu yaremwe nk'uwigenga afise umwidegemvyo wo guhitamwo, Imana yahisemwo kwubahiriza ingaruka z'uguhitamwo kw'umuntu, nubwo ivyo bisigura ko yahindukiriye kurwanya Imana. Ubwa nyuma, igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana gishimangira cane iyi ngingo, ko agakiza katakaye bisigura urubanza.[522]

Icigwa nyamukuru ca nyuma ca (12), gitangura vyoroshe ari abavukana mu buryo bw'umubiri mw'Itanguriro, vyarangiye cahindutse Umubiri wa Kristo washizwe hejuru, wuzuye, wizewe, abantu babaho ibihe bidashira, bavuye mu mahanga yose, imiryango, ubwoko n'indimi zose, bazoba abafasha b'Imana mu kuganza ibihe bitazoshira.[523] Umuntu wese afata akanya ko kwiga ivyanditswe biri ngaha musi azobona ko imirongo imwe imwe n'ivyigwa ko bihuye.[524] Akarorero kamwe gusa: kuri 14:1,4 ivyigwa vya 5, 6, 9 na 12 biboneka bikurikirana.

Kumwe n'ibi turarangije ubushakashatsi bwacu ku vyigwa cumi na bibiri vy'abajanabutumwa, ivyo tuza twarabonye inkomoko mu gitabu c'Itanguriro.

---

521 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 10: Ivyah. 2:6,14,15,20; 9:20b,21; 13:13-17; 14:8; 16:19b; 17:1b-7,16,18a; 18:2-24

522 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 11: Ivyah. 2:5c,16b,22a,23a; 3:3b,16b; 6:5b,6b,8,10b,12-14,16b,17; 8:5-9:19; 11:5,6,10b,13,14,18a,c,19b; 14:8,10,11a,18-20; 15:1,2a,6a,7-17:1,16b; 18:6-10,14-17a,18,19,20b-24; 19:2a,3b,15,17-21; 20:2-4a,9c,10,15; 21:8b; 22:18b,19b

523 22:5b

524 Imirongo yerekana icigwa nyamukuru ca 12: Ivyah. 1:4,9a,11,20; 2:1-3:21; 5:9b; 6:11b; 7:4-10,14-17; 11:3-7a,8-12,18b; 12:5,10b,11,17b; 13:10a; 14:1,3-5; 19:1a,3a,6-9,10b; 20:9b; 21:9b,10b-27; 22:9,15,17a,21

# Ivyongeweko

*Intangamarara*

Ivyigwa bibiri bitandukanye bifatwa nk'ivyongeweko kubwo impamvu isanzwe yuko ata na kimwe muri vyo kibereye kuba mu migwi y'ibice vyatanguriye.

Ica mbere, ivyerekeye abagore mu gikorwa (c'ijanabutumwa) ni inyandiko ziri mu kirere aho Bibiliya n'imico bihurira. Ibi biragaragara, igihe cose ndabiganiriyeko n'abanyeshure b'abajanabutumwa, ak. muri Afrika, aho ivyiyumviro vyerekeye umubano w'igitsinagabo / igitsinagore hamwe n'umugabo / umugore utandukanye cane n'ivyo dusanzwe tubona mu bihugu vyo mu Burengero. Ic'akamaro, si uburyo twiyumvira mu Burengero canke impamvu zo muri Afrika, ahubwo ivyo Bibiliya yacu irengeye imico ikwiye kutwigisha twempi. Ubu rero ko Abakristo benshi cane bo mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere, igitsinagabo / igitsinagore, bitabiriye ijanabutumwa kw'isi, ibi bibazo bikwiye kwongera kuvugwa.

Ica kabiri ni inyandiko ya kamere kenshi k'ijanabutumwa, aho ngereranya kahise k'Abanyafrika benshi hamwe n'umwidondoro ugereranye w'imigwi y'abantu basigaye batarashikirwa mw'isi. Icegeranyo ntikizoza nk'ikitateguje kuri benshi mu baraba imikorere y'ijanabutumwa mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere.

## *1. Abagore mu Gikorwa (c'Ijanabutumwa)*

Icigwa c'abagore mu gikorwa (c'ijanabutumwa) carateje impari nyinshi. Imbere y'Intambara ya II y'Isi Yose vyafatwa – no mu Burengero – ko abagore badakwiye kuvuga ijambo mw'Ishengero kandi baboneka bigoranye mu bikorwa vy'uburongozi. Uravye ubwa mbere wasanga hariho ukuri kwa Bibiliya kuri ibi. Kuva nko mu 1960 ibi biganiro vyarakuze cane, cane cane mu bihugu vyo mu Burengero, kandi isuzuma rya Bibiliya ry'ivyiyumviro vya kera hamwe n'ivyiyumviro bishasha bivuguruzanya bisa nk'ibikenewe.

Ndasaba kwegera iki cigwa mfise 'impfunguruzo zitatu zo gutahura'. *Urwa mbere* ni *umuco*, ruraganirwako, kuko ruratandukanye, bivanye n'ibihe n'akarere. *Urwa kabiri* ni *urutonde rw'ibiremwa vyubaha Imana*, ntiruganirwako, ntirushingiye ku bihe vyo hanze. *Urwa nyuma*, *impwemu y'igisomwa ca Bibiliya* ikwiye kubonekana, intumbero zimbitse ishingiyeko, aho usoma cane cane igisomwa utabanje kuciyumvirako. Iyo izi mpfunguruzo zifashwe neza, twizera ko hazoba hasigaye bike vyo kurwanira.

*Urupfunguruzo rw'umuco* rushobora kwitwa *'Ukworoha mu guhindura ibibazo vya kabiri'.* Ubwa mbere dukwiye gusuzuma ico amajambo ya Pawulo n'aya Petero[525] yasigura ku *basomyi babo ba mbere* mu kinjana ca 1 c'ingoma y'Abaroma. Hanyuma dukwiye kugenzura ni mu nzira izihe uwo muco utandukaniyeko n'uwacu hamwe n'uko ubutumwa bwawo buri mu gihe *cacu* n'umuco. Muri ubu buryo ntiduta amajambo yabo, ariko tugerageza kubatahura mu *mvugo y'igihe cacu n'akarere kacu.* Ibi birakenewe, kugira ngo ntitugwe mu nsiguro zidafise aho zihuriye n'ubutumwa bw'iki gihe.

Iyo dusoma 1 Kor. 11 *twari* kwishura ibibazo vya Pawulo ugutandukanye n'uburyo *avyishura.* Ak. Muri iki gihe cacu ntibishobora gufatwa nk'aho bidakwiye ko umugore afita umushatsi mugufi (cane cane muri Afrika!) canke kuja mu rusengero ata nkofero. Kandi nubwo umushatsi muremure ku mugabo wofatwa nk'impari mu bice bimwe, benshi bokwemeza ko kuvyita 'agasuzuguro' vyoba bifashwe nk'ibirenze cane.

[525] 1 Kor. 11:3-7,11-15; 14:26,33,34,35,39,40; Ef. 5:21-24,32,33; 1 Tim. 2:8-12; 1 Pet. 3:1a,3-7

Mu muco w'ukuri w'ikiyuda umushatsi muremure ku bagabo wari kandi usanzwe wemewe. Ibi vyerekana ko Pawulo mu vyete vyiwe yari afise imico y'*Abaroma n'Abagiriki* bo mu kinjana ca 1 mu vyiyumviro vyiwe, kuruta imico y'*Abayuda* bo mu kinjana ca 1. Kubw'ivyo, imishatsi iri mu mugwi w'*ibibazo vy'imico yo hanze*.

Hakurikiye ikibazo c'abagore bakwiye guceceka mu rusengero. Pawulo ntashobora kuba yashatse kuvuga gutyo mu nsiguro y'ukuri, kuko aremerera abagabo *n'abagore* gusenga, kuvugishwa no kuvuga mu ndimi. Kuko n'ubundi abagore ko batiga cane, wosanga hariho ibintu vyinshi batatahura. Ivyo ntaco vyari bitwaye, mu gihe batigeze bahagarika amiga mu kubaza ibibazo n'ijwi ryo hejuru. Pawulo ahubwo abahanura kubariza ibibazo I muhira. Ibiteye isoni avuga biboneka cane mu guhagarika ibiriko biraba kuruta kuvuga vyonyene. Amakoraniro yari akwiye kuba ku rutonde kandi buri muntu, ndetse n'abagore, bari bemerewe kugira uruhara n'amajwi.

Kandi ikigabane co muri Timoteyo[526] gifise ibintu vy'imico: kuduza amaboko, kwimwesha, kwambara impuzu, kwambara udukomo n'inyigisho (ibi vya nyuma muri iki gihe bisanzwe vyemewe cane, twisunze amashure n'uburambe, kandi kubw'ivyo ntibikwiye kwankwa mw'Ishengero).

*Ibikunze kuboneka nk'ivyiyubashe kandi vy'indero mu mico y'umuntu, ntibica bihinduka ibitiyubashe canke bitagira indero igihe umuntu yinjiye mu rusengero.*

Ikigabane co muri Timoteyo aho Pawulo avuga ko atazokwemerera abagore kwigisha gikwiye gufatirwa mu kiringo c'umwanya, ikibanza n'ivyo bariko baracamwo. Umuntu wese atabizi arashobora gushoka agira ivyegeranyo bitari vyo. Muri Efeso aho Timoteyo yari umwungere, hari hasanzwe hari ukuvanga ivyizerwa: abantu bavuga ko bafise ubumenyi buhebuje, bunyegeje, akenshi bakunda kujana n'ubuzima bwo kwirinda canke kwigumya.[527] Abagore bigishije izi nyigisho z'ibinyoma, zo kuvanga ivyizerwa, bakoresheje kandi ibifyitirizi vy'imibonano mpuzabitsina kugira ngo bakwegere abagabo mu vyiyumviro vyabo. Ntibikenewe kuvuga ko izi zitari inyigisho z'ibinyoma gusa, ingaruka zazo zari inyifato n'indero vy'ubuhumbu.

[526] 1 Tim. 2:8-12

[527] Pawulo arwanya iyi nyigisho yivuye inyuma mu cete ciwe yandikiye Ab'i Kolosayi

Igihe rero Pawulo yavuga ko adashaka ko 'abagore bigisha', yerekeza kuri *ubu bwoko bw'abagore*, muri *kiriya gihe n'akarere*; *si* abagore muri rusangi. N'ubundi kandi, aha ni ho hantu honyene abivuga, bigatuma biba bito cane y'aho izi nyigisho zari kurengera ica kabiri c'Ubukristo. Umurwanizi yobikunze cane!

Urupfunguruzo *rwa kabiri*[528] ni ivyerekeye *urutonde rw'Ibiremwa vyubaha Imana hamwe no Kudahinduka kw'Ingeso:* Imana ni umutwe wa Kristo, Kristo ni umutwe w'Ishengero (kumwe n'umugabo nk'inshingano ziwe za mbere); umugabo ni umutwe w'umugore. *Kubwo iyi mvugo* nta terabwoba ririho ryobangamira agaciro canke ikibanza c'umugore. Uru rutonde rumuha kurindwa hamwe n'umutekano. Igitsinagore kirageragez kurengera uru rutonde ari co kimwe n'ubujuju bw'umugabo agerageza kwigarurira ikibanza ca Kristo nk'umutwe w'Ishengero. Hakwiye kubaho umwe afise inshingano za nyuma kandi afise n'ububasha bwo gufata ingingo igihe ata mwumvikano ushoboka. Uwo muntu uko biri kwose, azobazwa n'Uwuri hejuru yiwe kubwo urutonde rw'ukurema kwiwe.

*Ikibazo ni ukutababaza Abakristo n'ivyiyumviro bitandukanye, cane cane abadafise ihishurirwa muri ibi bintu abaharurwa na Pawulo nk'abanyantege nke'.*

Ikigabane ca Petero[529] kirerekana ingingo y'*ubwiza bw'imbere*, urupfunguruzo rwacu *rwa gatatu*. Ni ivyerekeye uko twifata, abagabo *n'*abagore, ivyerekeye kwerekana imbuto z'urukundo rwa Kristo mu buzima bwacu. Mu nyifato nk'iyo, gutegeka uwundi nta kibanza bifise. Twoba dushaka impwemu yoroshe, yitonda mu bagore bacu? Kristo yiteze nk'ivyo kuri twebwe, abagabo.

Aho kunegura abagore kubwo ibikorwa kanaka, dukwiye kubiyegerezanya urukundo, kububaha no kubashimira. Nitwabikora, itandukaniro twahora turwanira rizogenda riragabanuka. Vyongeye, ni uwuhe mugore w'Umukristo atokunda gucira bugufi uburongozi bw'abagabo bakorera vy'ukuri mu Mpwemu ya Kristo?

---

528 Ef. 5:21-24,32,33

529 1 Pet. 3:1a,3-7

Ubu rero subira kw'ijanabutumwa. Igihe intumwa zafata ingendo zari 'zifise uburenganzira bwo kujana n'umugore yizera'.[530] Vyoshoboka ko aba bagore bava mu miryango yabo bagakoresha amafaranga y'ingendo, kugira ngo bagumane n'abagabo babo gusa? Canke baba baje gukora igikorwa c'Imana? Ni gute bari gukora igikorwa c'Imana mu 'kuguma bacecetse mu rusengero'?

Igihe Pawulo ahamagaye incuti ziwe Andironiko & Yuniya (atari Yuniyasi, izina ry'igitsinagabo) 'ba rurangiranwa mu ntumwa' kandi 'babohanywe na we mw'ibohero'[531], none bishoboka bite ko izi ntumwa z'igitsinagore zari mw'ibohero zari 'kuguma zicecetse'? Mbega ho twovuga iki ku bandi bakozi b'igitsinagore bakorana na we Afiya, Ewuyodiya, Sitaku, Mariya, Perusi, Foyibe, Tirufayina na Tirufosa? Tutibagiye na Purisikila, umugore wa Akwila. Bari kumwe bigishije Apolo na Pawulo kububaha nk'abakozi bakoranye muri Kristo Yesu, kandi bahevye imitwe yabo ngo icibwe kugira ngo bakize amagara yanje.'[532]

Reka dusubire twiyumvire imbere yo kubwira abagore kuguma bacecetse. Bakorera cane igikorwa c'Imana mu bikorwa vy'ijanabutumwa kuruta uko abagabo babikora. Ivyo na vyo turabipinga?

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Erekana impfunguruzo zitatu zakoreshejwe mu gusigura ibibazo vy'imico muri Bibiliya.*
2. *Sigura ikibazo c'umushatsi' w'igitsinagabo mu muco w'Abagiriki n'uw'Abayuda mu kinjana ca 1.*
3. *Sigura uburyo imvugo ngo 'abagore bakwiye guceceka mu rusengero' ishobora kwumvikana neza cane kuruta uko isanzwe ifatwa.*
4. *Sigura impamvu Pawulo yandikiye Timoteyo ko 'abagore badakwiye kwigisha', ukoresheje ubumenyi bwawe bw'Ishengero ryo mu kinjana ca 1 muri Efeso.*
5. *Sigura ingingo y'ubwiza bw'imbere' mu bagabo co kimwe no mu bagore.*
6. *Wokwankira abagore kuvuga ubutumwa mw'Ishengero ryanyu? Ni ayahe majambo ya Bibiliya ufise mu gushigikira iciyumviro cawe?*

---

[530] 1 Kor. 9:5
[531] Rom. 16:7
[532] 16:3,4

## *2. Ingabire zo gucungurwa z'Ishengero mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere*

Ndizera ko Ishengero mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere ari rinini mu gitigiri kandi ritunze mu ngabire zo gucungurwa. Iyo dukoresheje ibiharuro vya Patrick Johnstone vyo mu 2001[533] turabona ko Ishengero ryo muri Amerika y'Epfo & Karayibe, Aziya na Afrika ryahuje igitigiri gishika ku muliyoni 1,174 (Abakristo bose) n'imiliyoni 304 muri bo harimwo Abavugabutumwa. Iyaba Abavugabutumwa 1,000 gusa botuma kandi bagafasha umujanabutumwa umwe gusa, Ishengero ryo muri kariya gace k'isi ryonyene ryoshobora gutuma abajanabutumwa barenga 300,000. Kugeza ubu igitigiri nyezina gishika ku 92,000 (ukuyemwo amazinga ya Pasifike) kandi abajanabutumwa bose hamwe barenga 200,000. Iki gitigiri ca nyuma kirimwo isi yose yo mu Burengero[534].

Vyobaye vyoroshe kumwe n'ico gikoresho ciza nk'ica Johnstone kiri hafi, gukinisha hirya no hino ibiharuro vy'abajanabutumwa igihe kirekire, ariko rero twoshobora guhusha akaryo vyoroshe. Ishengero ritari iryo mu Burengero rifise ingabire ngirakamaro zo gucungurwa kandi nyinshi. Igitangaje, zimwe muri zo zikomoka mu mibabaro y'abantu tubona mu bimenyesha makuru, iyo zitavuye ku burambe bwa kera. Ikinezereje, hariho isano riri hagati y'izi ngabire zo gucungurwa hamwe n'ikigereranyo c'umwidondoro w'abantu batarashikirwa' – nimba ikintu nk'ico kibaho na bukebuke – turonka aho ubutumwa bwiza butaraboneka iyo turavye mu migwi myinshi y'abantu.

Ikibazo ngirakamaro nuko, tuzi ko imigwi y'abantu batarashikirwa iri muri ibi bihe kubwo impamvu nziza zitanu:

*Iya mbere,* hariho ibintu vyo mu buryo bw'umubiri (kuba kure, kubura amabarabara hamwe no kubura uburyo bwo kwiyunguruza).

*Iya kabiri,* turabona ibibazo vy'imico (yitandukanije n'iyindi mico, hamwe n'imiryango yegeranye cane).

---

533 Johnstone, 2001:19,29,39

534 Co kimwe, urup. 21,34,41,747

Mu kibanza *ca gatatu* duhura n'inzego zitandukanye zo mu kibano (urwego rwo hejuru/hasi: ibibanza vy'ubutunzi n'amashure).

*Hanyuma,* ibice vy'urunganwe biragira uruhara (ak. Urwaruka rutari Urukristo n'abana bazobona Kristo gute mu gihe Abakristo benshi tubasanga mu migwi y'abashaje?)

*Ubwa nyuma,* hariho impamvu z'amadini: umugwi w'abantu batari Abakristo ushobora kuguma uko kubera ko umugwi muto wa Gikristo ufise ubwoba bwo kubashikira, canke kubera ko umugwi munini wa Gikristo uteba kubashikira.

Nubwo ikintu nk'ico c'ikigereranyo c'umwidondoro w'abantu batarashikirwa' kitabaho, haracariho igitigiri c'ibihasanzwe n'imiburiburi kinezereye kuraba. Indwi muri vyo biratugabisha:

*Ica mbere* ni amoko, kahise ka ruguru (bitandukanye n'ivyo mu gihugu cose, kahise ko mu gisagara) benshi basangiye.

*Igikurikira* ni imigenzo y'imvugo (nk'uko bitandukanye n'ubumenyi bwo gusoma no kwandika).

*Ica gatatu,* ukubura akazi hamwe n'uko haca havamwo ubukene bisa nk'aho bica biganza, aho kuba ibitandukanye.

Nk'ikintu *ca kane* hariho ibintu bikunze kuba vy'ibiza, nk'uruzuba, inzara, nyamugigima, imyuzure hamwe no kunyerera kw'ivyondo.

*Hanyuma* hariho ikibazo c'indwara zo mu buryo bw'umubiri no kutagira ubuvuzi buhagije.

*Ica gatandatu,* hariho ububabare bwinshi bujanye n'intambara, nko guhunga, ubwoba, gutakaza ibintu, ihungabana ry'inyiyumvo, ubumuga bw'umubiri, gufatwa ku nguvu n'urupfu rw'abakunzi.

*Ubwa nyuma,* basangiye imyizerere ishingiye ku madini ya kera, aho ubuja bw'abadayimoni no gutinya impwemu mbi vyiganje mu miryango yose.

Iyo turavye kahise k'abizera benshi mw'Ishengero ritari iryo mu Burengero, turabona ko benshi muri bo bakomoka hamwe kandi hasa. Kuva aba Bakristo bamenye Kristo nk'isoko yabo y'agakiza no gutabarwa hamwe no kuremesherezwa *hagati* y'imibabaro nk'iyo, barakwije neza cane ibisabwa kugira ngo bashikire imigwi y'abantu basigaye batarashikirwa n'abamaze gushikirwa gato kuruta abavandimwe babo bo mu Burengero. Abo ba nyuma bava mu merekerezo asa nk'aho atandukanye, mvuze ku vyerekeye imico, akenshi harimwo ukubura ibibagora, bisabwa kugira ngo bashikire – mu maso yo mu Burengero – abagoye gushikira.

Yamara, bene Data na bashiki bacu batari abo mu Burengero bafise impamvu nyinshi zituma *batinjira* mw'ijanabutumwa kw'isi, zimwe muri zo zishingiye ku mbono yo kwishira hasi hanyuma izindi nazo ku kwigereranya kutari kwo n'Abakristo bo mu Burengero. Bavuga ngo 'ntitwateguwe … ni yo mpamvu ata kazi dufise … kandi nta mwimbu dufise … kandi turakenye … kandi nta mfungurwa dufise … kandi ntidushobora no kwivuza … canke ngo twigishe abana bacu'. Kandi nubwo harimwo ukuri muri izi mpamvu, ntizishobora na mba kuzoguma ari impamvu zituma ijanabutumwa kw'isi rikwiye gusigara mu maboko ya barumuna babo bo mu Burengero. Kubwo amahigwe meza, igikorwa gikomeye c'abajanabutumwa batari abo mu Burengero gikura ningoga – gusa ntikinyaruka bihagije.

Igihe kirageze co kwikunkumura izi nyifato zidahera z'ubuja, gukandamizwa, uburongozi bubi n'intambara, akajagari ka politike, gutembagaza ubutegetsi, igiturire no gusubira inyuma mu vy'ubutunzi. Hariho inyishu nziza, yemewe kandi itahuritse cane. Abakristo batari abo mu Burengero barashobora kwibaza bati: Mbega turashobora guhindura intege nke mu nkomezi? Imibabaro mu ngabire zo gucungurwa? Ubunebwe no kwigirira impuhwe mu kwizera? Mbega turashobora kwizera ijambo ry'Imana nubwo ibindi bintu vyiganje? Mbega turashobora guhitamwo kuba abatanga aho twobaye abakira? Vyaravuzwe ngo *'uwusegerereza ntiyigera atanga, ariko uwutanga ntiyigera asegerereza'*. Mbega ako ntikoba akarorero keza gashasha ko kubamwo?

Icegeranyo ni: *Nta muntu n'umwe akwiriye gushikira imigwi y'abantu basigaye batarashikirwa, kuruta Abakristo batari abo mu Burengero.* Hariho itandukaniro rinini cane hagati yabo, ariko kandi barafise vyinshi bahuriyeko. Hariho ibikenewe vyinshi ku migabane yo mu Buraruko bw'igice c'isi, ariko kandi hariho n'akaryo kanini k'ubushobozi bw'abantu, ishaka hamwe no kwizera. Ijanabutumwa kw'isi SI 'akazi k'umuzungu', 'kwinezereza kwa bake' canke 'igikorwa c'abatunzi'. Igikorwa Gihambaye Twahawe cahawe abigishwa *bose*, hatarabwe urukoba canke ibara.

Kristo yahaye igikorwa Ishengero *ryose* co kujana ubutumwa bwiza *bwose* kw'isi *yose* kuri buri muntu *wese*. Mbega ntiwahamagariwe kuba umujanabutumwa wewe ubwawe? None ni igiki *ushoboye* gukora kubwo ijanabutumwa kw'isi? Urashoboye gusenga, urashoboye gutanga kandi urashoboye no kugenda. *Kubera iki utosenga rimwe ku musi, utotanga rimwe mu kwezi hanyuma ukagenda rimwe mu mwaka?*

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni akahe karyo ko gutuma abajanabutumwa bo mw'Ishengero mu gice c'isi co mu Buraruko nimba abavugabutumwa 1,000 bofasha umujanabutumwa 1?*
2. *Ni irihe sano wize, riri hagati y'ubutunzi busanzwe bw'Abakristo bo mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere hamwe n'imigwi y'abantu batarashikirwa?*
3. *Ni ikihe cegeranyo gikeneye kuvanwa muri ibi?*
4. *Tanga impamvu zitanu zituma imigwi y'abantu batarashikirwa, batarashikirwa koko.*
5. *Ni ibihe bintu indwi vyatanzwe nk'insiguro y'ikigereranyo c'umwidondoro w'umugwi w'abantu batarashikirwa'?*
6. *Sigura uburyo Abakristo bo mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere bashobora guhindura imibabaro yabo mu ngabire zo gucungurwa.*
7. *Ni uwuhe muzingi w'ivyiyumviro ukunze kubangamira Abakristo bo mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere?*
8. *Ni izihe mvugo zitatu zinezereje wize mu bigabane bitatu vya nyuma? Uravyemera, canke ntuvyemera? Shigikira inyishu yawe.*
9. *Ni uruhe rwobaye uruhara rw'Ishengero ryo mu Burengero ku bijanye n'imigwi y'abantu batarashikirwa hamwe n'abamaze gushikirwa gato?*

## Ibindi Bitabu vya Steef van 't Slot

*World Evangelisation – That All May Hear* (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva)*, Ikigo c'I Heburoni, Benoni, Afrika y'Epfo, 1999/2005, congeye gusohorwa na Recruiting for Missions (Guhamagarira Ijanabutumwa), 2018.

Iki gitabu kiraboneka no mugi faransa, mugi porutigali, muki esupanyoli, mu kirundi no mugi swahili.

> Ibi bitabu vyose bine *World Evangelisation – That All May Hear* (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva)* & *The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya), Igice ca 1 – Isezerano rya Kera, n'ibice IIA & IIB - Isezerano Risha* birashobora kuronderwa ku rubuga ngurukanabumenyi nk'uko Vyasohowe Bisabwe kuri: www.quantasa.co.za/wer4m

*Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi)*, Ikigo c'I Heburoni, Benoni, Afrika y'Epfo, 2005. Iki gitabu kiraboneka kandi mu buryo bwa MS WORD. Iki gitabu cari intango y'ibitabu bitatu vya *The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya)*, 2014/15.

*Biblical Mission Stories (Inkuru z'Ijanabutumwa ryo muri Bibiliya)*, Icigwa Ndoramana c'Ijanabutumwa ku Biga Bavuga, 2007. Iki cigwa nticasohowe nk'igitabu ariko casiguwe mu rurimi rwiganjemwo urwo muri Aziya y'Ubuseruko aho gikoreshwa mu kwigisha abajanabutumwa ndenga mico. Iki gitabu kiraboneka kandi mu buryo bwa MS WORD kandi casohowe nk'urukurikirane rw'uduce ku rubuga ngurukanabumenyi rwacu, mu Congereza gusa.

# Ibitabu Vyakoreshejwe

Ivyanditswe vyera vyanditswe bikuwe muri BIBILIYA YERA, BIBILIYA MPUZAMAKUNGU NSHASHA. Uburenganzira © 1973, 1978, 1984 n'Ishirahamwe Mpuzamakungu ya Bibiliya. Vyakoreshejwe hasabwe uruhusha.

Aebi, E., *Korte Inleiding tot de Bijbelboeken*, Internationale Bijbelbond, Culemborg, NL, 1978

Berg, M.R. van den, *De 2e Brief aan de Thessalonicenzen,* Buijten & Schipperheijn, Amsterdam, NL, 1975

Bible, New Living Translation, *Chronological Life Application Study Bible*, 2nd edition, ISBN 978-1-4143-3927-6, Tyndale House Publishers

Chadwick, Harold J., *The New Foxe's Book of Martyrs*, Bridge – Logos, Gainesville Florida, USA, 2001

Du Plessis, L., *The Return of Christ*, Aktua Pers, Pretoria, SA, 2004

Green, M., *2 Peter and Jude – An Introduction and Commentary*, Intervarsity Press, Leicester, UK, 1970

Johnstone, P.J., *Operation World,* 2001

Morris, L., *1 & 2 Thessalonians,* Tyndale Commentaries, Intervarsity Press, Leicester, UK, 1976

Hawthorne, Martin & Reid (eds.), *Dictionary of St. Paul & His Letters,* Intervarsity Press, Downers Grove, Ill., USA, 1993

Taylor, Reimer & Van der Meer (eds.), *Blood and Sorrow,* WEA-MC, William Carey Library, Pasadena, CA, USA, 2012

Van ‘t Slot, S.L.H., *The Bible’s Missionary Message – Part I – The Old Testament,* Seismos Press, Schalkhaar, NL, 2014

Van ‘t Slot, S.L.H., *The Bible’s Missionary Message – Part IIA – The New Testament,* Seismos Press, Schalkhaar, NL, 2015a

Viola, F., *The Untold Story of the New Testament Church*, Destiny Image Publishers, Shippensburg, PA, USA, 2004

# Guhamagarira Ijanabutumwa

Urufatiro 'Guhamagarira Ijanabutumwa' rwashinzwe mubu Holande mu 2010, nk'ikigo cemewe n'amategeko ku gikorwa cashinzwe mu 1998 hanyuma rutanguzwa n'abajanabutumwa b'Abadagi, Steef & Tineke van 't Slot, bakorera muri Afrika y'Epfo gushika mu 2006.

Iki gikorwa kirondera gukangurira amashengero, cane cane mu Buraruko bw'Isi, kugira uruhara mw'ishirwa mu ngiro ry'Igikorwa Gihambaye Twahawe ca Kristo. Kibafasha guhamagara no kwigisha abajanabutumwa ndenga mico mu migwi y'abantu mu bihugu vyabo no ku migabane yabo itarashikirwa canke imaze gushikirwa gato n'Ubutumwa Bwiza.

Ibi bica bikorwa hifashishijwe iterambere ry'ibikoresho ndoramana na janabutumwa, bishobora kwigishwa mu buryo bw'udutabu twa buri ndwi (amasaha 20-30), tubereye amashengero, amashure ya Bibiliya, amasemineri y'ivyigwa ndoramana, imyiherero, ibigo vyigisha abajanabutumwa, n'ahandi.

Udutabu twoboneka mu kirundi: Introduction to Missions (*World Evangelization – That All May Hear*) - Intangamarara kw'Ijanabutumwa (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva*) hamwe n*a The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya*) ibitabu bitatu, kimwe kivuga kw'IS.K n'ibindi bibiri kw'IS.R.

Kwigisha bibaho ku butumire, butumwa kuri:
jombaphilbert@gmail.com canke ku biro vya Channel of Blessing Initiative: channelofblessinginitiative@gmail.com biri mu Carama kw'ibarabara rya 12 inomero 21, canke wakure kuri +257 68 763 170.